Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

EQUIPPING CHURCH LEADERS
• EAST AFRICA •

AB'I GALATIYA

Canditswe na

Jonathan M. Menn

B.A., University of Wisconsin-Madison, 1974
J.D., Cornell Law School, 1977
M.Div., Trinity Evangelical Divinity School, 2007

Equipping Church Leaders-East Africa
3701 N. Gillett St., Appleton, WI 54914
(920) 731-5523
jonathanmenn@yahoo.com
www.eclea.net

2020

Igitabu c'ab'i Galatiya canditswe n'Intumwa Pawulo kandi kumbure ni co gitabu ca mbere yanditse. Iki gitabu ahanini gikora ibintu bitatu: (1) cerekana ingene Pawulo ari intumwa; (2) Ni igitabu kirwanira "ubutumwa bwiza"—inyigisho rukristo z'urufatiro, z'umushinge zivuga yuko abantu bakizwa kubera ubuntu bw'Imana gusa biciye mu kwizera Yesu Kristo—kandi ico ni co gituma umuryango wose w'abakristo (Abayuda n'Abanyamahanga bose) baba umwe; (3) gica rero cerekana ingene ingaruka z'ako gakiza k'igitangaza ku kibano gishasha: abantu bategerezwa kubaho ubugingo bushasha biciye mu kwizera kuva mu gikorwa ca Mpwemu Yera aba imbere muri bo. Iki gitabu, kumbure kurusha ibindi bitabu vyose, cerekana ukugene Ubukristo bunyuranye n'ibindi bintu vyose: ayandi madini yose yo mw'isi ahanini ni urukurikirane rw'amategeko n'ivyihanikirijwe bategerezwa gukurikiza bibagira imbohe, n'inyagano. Ubukristo bitandukanye n'ivyo bindi: muri Kristo twaracunguwe turidegemvya ku vyagezwe no ku kameremere; ivyo ntibisigura ko Abakristo batagira ivyagezwe. Ahubwo, Abakristo bafise "ivyagezwe vya Kristo" imbere mu mitima yabo, kandi biciye mu kurongorwa na Mpwemu Yera aba imbere mu mitima yabo barahindurwa bagahingurwa bakabaho nka Kristo.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

IBIRI MWO

I. Intangamarara……...2
A. *Umwanditsi, igihe yavyandikiye, n'abo yavyandikiye* ……2
B. *Kahise n'intumbero* ……..2
C. *Uguca ku masonga* ……...3

II. Ico twovuga ku b'I Galatiya……....4
A. Gal 1:1-5—Indamukanyo ……...4
B. Gal 1:6-9—Icafatiweko mu kwandika ……...8
C. Gal 1:10-2:21—Igikorwa ca Pawulo n'ubutumwa yavuga …….....9
D. Gal 3:1-4:31—Itandukaniro riri hagati y'ukwizera n'/ivyagezwe ……....21
E. Gal 5:1-6:10—Umwidegemvyo muri Kristo …….....39
F. Gal 6:11-18—Impfunyapfunyo n'umwanzuro…….55

AHO TWAVYABUYE…….……...58

UMWANDITSI ……...61

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

I. Intangamarara

A. *Umwanditsi, igihe yavyandikiye, n'abo yavyandikiye*

Igitabu c'abo i Galatiya canditswe na *"Pawulo, intumwa"* (**Gal 1:1**). Hariho impari hagati y aba Karuhariwe mu bwenge ku vyerekeranye n'igihe ico cete canditswe. Benshi (kandi kumbure nib o bavuga vyo) babona yuko Abo i Galatiya coba canditswe nko mu mwaka wa 48 Inyuma y'Ivuka rya Yesu imbere gatoya y'Inama rukokoma ihambaye yabereye i Yerusalemu (**Ivyakozwe n'Intumwa 15**); abanda na bo bizera yuko ico cete canditswe inyuma y'Inama rukokoma yabereye i Yerusalemu, kumbure mu gihe c'urugendo rwa gatatu rwa Pawuloo rwo kuvuga ubutumwa hagati yo mu myaka ya-50 Inyuma y'Ivuka rya Yesu (raba Carson na Moo 2005: 461-64; Marshall, Travis, na Pawulo 2002: 56-59; McClelland 1989: 998-1001). Nimba igihe ca mbere ari co c'ukuri, abo i Galatiya nta nkeka ko cari co cete ca mbere canditswe na Pawulo kandi kumbure ni na co cete ca mbere canditswe mw'Isezerano Risha (Yakobo kikaba kandi gishoboka ko ari co cete ca mbere).

I Galatiya yari intara imwe mu ntara zari zigize ubwami bw'Abami bw'Abaroma. Ico kirere cari hagati y'intara zo muri Asiya n'i Kapadokiya hagati na hagati mu gihugu co muri Turukiya ya kino gihe. Mu rugendo rwa mbere rwaPawulo rwo kuja kuvuga ubutumwa (**Ivyakozwe n'Intuma 13-14**) yagendeye ibisagara vy'i Likoniya, Lusitira na Darube mu majepfo y'i Galatiya. Yasubiye i Galatiya mu rugendo rwiwe rwa kabiri rwo kuvuga ubutumwa (**Ivyak 16:1-6**) hamwe no mu rugendo rwiwe rwa gatatu rwo kuvuga ubutumwa (**Ivyak 18:23**). "Ni ibisanzwe rero kwiyumvira yuko amashengero yo muri ivyo bisagara yo mu majepfo y'intara y'i Galatiya ari yo yandikiwe ico cete" (Marshall, Travis, na Pawulo 2002: 54).

B. *Kahise n'intumbero*

Ivyak 13-14 hatubarira yuko Pawulo na Barunaba bari baravuze ubutumwa mu majepfo y'igice c'intara y'i Galatiya. Inyuma yuko Pawulo yari ahavuye, Abakristo bamwe b'Abayuda baciye baza muri ako karere. Abo bantu kenshi na kenshi bakunze kwitwa "abizera idini ry'Ikiyuda." Abizera idini ry'Ikiyuda "barakengera ubutumwa Pawulo yavuga mu kwitwaza yuko ububasha bwa Pawulo bwari munsi y'ububasha bw'izindi ntumwa nka Petero na Yakobo, bakorera hafi y'Ishengero ry'I Yerusalemu n'ishengero ry'Ikiyahudi ([Gal] 1:1; 6:17). Ariko ikosa nyamukuru bakora ni uko bakwiragiza mu mashengero yose yuko Abanyamahanga bihanye bategerezwa kubaho n'Abayuda kandi bagaca mu mihango yo gukebwa kandi bakishikanira bakemera ibintu bimwe bimwe vyerekeranye n'imigenzo kugira ngo babone gukizwa uburake bwari bugiye kuza hejuru y'ukwakira Yesu Kristo nka Mesiya yasezeranywe. . . . Ni co gituma, umuntu ategerezwa kwongera ku kwizera Yesu Kristo nka Mesiya, ibindi bintu twokwita 'inyongera' canke 'ibiranga' ubwoko bw'ihanga ry'igihugu ca Isirayeli, ahanini ukwemera ugukebwa, ukugumana ivyagezwe bimwe bimwe vyerekeranye n'amategeko agenga ibifungurwa, ukuzihiza imisi mikuru y'Abayuda, kandi n'ukuguma bumvira ivyagezwe vya Mose nk'ibintu nyamukuru kugira ngo bagumane ikibanza cabo mu kibano c'isezerano." (Riddlebarger 2017: nticashizwe ahabona)

Ingorane y'iyo nyigisho y'ibinyoma iri mu kenge kayo, iriyorobetse. David Platt na Tony Merida berekana yuko "vyinshi mu nyigisho z'Abashira imbere idini ry'Ikiyuda vyari ivy'ukuri, vyari ku murongo ugororotse tubifatiye mu buryo bwa Bibiliya. Baremera Yesu ko ari Mesiya, kandi baremera mbere n'urupfu rwiwe rwo ku musaraba. Bavuga yuko bizera ukuri kwose abanda bakristo bose bizera, kandi nta nkeka ko batariko barabarira abantu ko bahakana ubutumwa bwiza. Ahubwo, bariko barageragеza kugira ico bongeye kuri ubwo butumwa bwiza, kugira ngo babugire bwiza kurushiriza, bongerako ibisabwa n'ivyagenga Isezerano rya Kera bakavyongera kw'Isezerano Risha nk'aho ryoba ritari ryikwije. Ariko ukuri ni uko igihe cose wongeye ikindi kintu k'ubuntu, uca utakaza ubwo buntu bwose. Nta guhagarara hagati na hagati." (Platt na Merida 2014: 10) Pawulo yaratahura yuko iyo nyigisho y'ibinyoma yashitse ku mutima w'ubutumwa kandi n'ukuringanira kw'amoko yose, indimi zose n'amahanga yose muri Kristo. Icete c'ab'i Galatiya canditswe kugira ngo ahangane n'izo nyigisho zigisha ibinyuranye n'ubutumwa bwiza.

Ab'i Galatiya n'i icete kiguma ku "ntumbero" kurusha ibindi vyete vvose vyinshi Pawulo yanditse. Ni icete vyongeye kizura impari nyinshi (mu yandi majambo, uguharira bashigikra canke barwanya ibijanye n'ivyiyumviro bimwe bimwe canke inyigisho zimwe zimwe). Iki gitabu gikora ibintu bitatu nyamukuru ahanini: (1) Cerekana ukuba intumwa kwa Pawulo; (2) Ni icete gikiranira "ubutumwa bwiza"—Inyigisho y'urufatiro rw'Abakristo ivuga ko abantu bakizwa n'ubuntu bw'Imana gusa biciye mu kwizera Yesu Kristo vyonyene—kandi ivyo bigira abakristo bose umuryango umwe (Abayuda co kimwe n'Abanyanahanga); kandi (3) Ico cete kivuga ahanini ingaruka y'Agakiza gaca mu buntu bw'Imana biciye mu kwizera Yesu Kristo: abantu bakwiye kubaho ubugingo busha mu kwizera kwiburuka mu gikorwa ca Mpwemu Yera akorera imbere muri bo.

Iki gitabu, kumbure kurusha ibindi vyose, cerekana ukudasangwa kw'Ubukristo: irindi dini iryo ari ryo ryose mw'isi ahanini rigizwe n'urutonde rw'amategeko n'ibibujijwe bigaca bigira abantu inyagano. Ubukristo

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

buratandukanye n'ivyo: muri Kristo twabohowe kuba inyagano ku vyagezwe n'umubiri; ivyo ntibisigura yuko Abakristo ata mategeko bagenderako, ko atakibagera. Ahubwo, Abakristo bagengwa n'"ivyagezwe vya Kristo" biri imbere muri bo, kandi biciye mu kurongorwa kw'imbere mu mitima yabo barongorwa na Mpwemu Yera aba muri bo barahinduka, bagahingurwa kugira ngo babeho nka Kristo.

Ico ico gitabu gishingiyeko kibonekera mu majambo y'inege n'ivyiyumviro Pawulo aguma asubiramwo kenshi kandi yongera atandukanya:

Ivyagezwe—incuro 31 Umubiri—incuro 16 Ugukebwa/abakebwe—incuro 13	Ukwizera/ubwizigirwa—incuro 22 Mpwemu/ivy'Impwemu—incuro 19 Ubutumwa—incuro 11 Isezerano (amasezerano)—incuro 11 Umwidegemvyo/ukwidegemvya—incuro 10

C. ***Uguca ku masonga***

Dufatiye ku bintu bitatu ico gitabu c'Abo i Galatiya gikora—(1) kwerekana ukuba intumwa kwa Pawulo; (2) Gukiranira "ubutumwa bwiza"; kandi (3) kwerekana ingene abantu bezwa n'ukwumvira gukomoka mu kwizera kwabo kandi kukimburuka kuvuye mu gikorwa ca Mpwemu Yera aba imbere muri bo—ico gitabu gishobora gucibwa ku masonga muri ubu buryo bukurikira:

1:1-5—Indamukanyo.

1:6-9—Icatumye yandika: Hamwe hobaho uwo ari we wese yigisha "ubutumwa" bunyuranye n'ubwo nigishije, arakavumwa ibihe vyose.

1:10-2:21—Igikorwa ca Pawulo n'ubutumwa: Bose Abayuda n'Abanyamahanga batsindanishirizwa n'ukwizera Kristo wenyene, si ivyagezwe.

- **1:10-12—**Ukwakira ubutumwa kwa Pawulo.
- **1:13-14—**Ubuzima bwa Pawulo imbere yuko yihana.
- **1:15-16a—**Ukwihana kwa Pawulo.
- **1:16b-24—**Ubugingo bwa Pawulo agihejeje gukizwa n'ukubonana kwiwe kwa mbere n'uburongozi bw'i Yerusalemu.
- **2:1-10—**Ukubonana kwa Pawulo kwa kabiri n'uburongozi bw'i Yerusalemu.
- **2:11-21—**Ukuri kw'ubutumwa bwiza kurengeye ivyubahiro vy'abantu n'umwandi w'umuntu ku giti ciwe:
    - **2:11-14—**Pawulo ashra ahabona uburyarya bwa Petero ku bijanye n'ukugene yafata, yagenza abizera b'Abanyamahanga.
    - **2:15-21—**Mbere n'Abayuda batsindanishirizwa n'ukwizera, ntibatsindanishirizwa n'ivyagezwe.

3:1-4:31—Ukwizera/gutandukanye n'ivyagezwe: Iki ni ikintu c'urufatiro kandi kiragenda kigashika no kuri Aburahamu.

- **3:1-5—**Ikibazo nyamukuru: mbega mutunganywa n'inyama, n'umubiri (ivyagezwe), canke mutunganywa na Mpwemu (ukwizera)?
- **3:6-9—**Kiretse abo bafise ukwizera (baba Abayuda canke Abanyamahanga) ni bo bana ba Aburahamu b'ukuri.
- **3:10-14—**Nta n'umwe atsindanishirizwa n'Ivyagezwe ariko ahubwo ari munsi y'umuvumo.
- **3:15-24—**Intumbero z'ivyagezwe:
    - **3:15-18—**Ivyagezwe ntibishobora gukuraho isezerano rya Aburahamu.
    - **3:19-22—**Ivyagezwe bigaragaza ko turi abanyavyaha.
    - **3:23-24—**Ivyagezwe vyari umurezi adushikana kuri Kristo.
- **3:25-4:7—**Muri Kristo ntitukiri abaja canke abana bari munsi y'umurezi, ariko twaracunguwe, twararezwe, twashizwe mu muryango, abana n'abaragwa ba Data.
- **4:8-20—**Yingingira abo i Galatiya:
    - **4:8-11—**Abingingira ico bari co muri Kristo.
    - **4:12-20—**Abingingira kuba mu migenderanire na we.
- **4:21-31—**Impfunyapfunyo: Ivyagezwe vyose /itandukaniro ry'Isezerano rikubiwe muri Hagari

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

(Ishimayeli) na Sara (Isaka); mu buryo bw'agahemo, agakekezo, Isirayeli ni ishimayeli kandi Abakristo ni Isaka!

5:1-6:10—Ukwidegemvya muri Kristo: Mwahamagariwe umwidegemvyo, ku bw'ivyo mugendere muri Mpwemu.

- **5:1-26—**Mwahamagariwe umwidegemvyo, ntimukongere kwishira mu buja bw'ivyagezwe canke bw'umubiri ariko mugendere muri Mpwemu canke mugendeshwe na Mpwemu.
  - **5:1-6—**Ntimukishire munsi y'ivyagezwe vy'ugukebwa, vyerekana ko mwahevye ubuntu bwa Mpwemu mukabukaba n'ubuja bw'ivyagezwe.
  - **5:7-12**—Ntimukurikire abigisha inyigisho zitava k'Uhoraho.
  - **5:13-15—**Ntimuhindure umwidegemvyo wanyu ngo muwugire akaryo k'umubiri, ahubwo mukundane (ni kwo kwuzuza ivyagezwe).
  - **5:16-26—**Ibikorwa vy'akameremere k'umubiri n'icamwa ca Mpwemu biratandukanywa.
- **6:1-10—**Ukugene twobishira mu ngiro *"ukwizera guserukira, gukorera mu Rukundo"* no *"kugendera muri Mpwemu."*
  - **6:1-5—**Mwikoreranire imitwaro.
  - **6:6-10—**Ico uzobiba ni co uzokwimbura, kubw'ivyo dukorere ivyiza abantu bose igihe cose tubishoboye.

Gal 6:11-18—Impfunyapfunyo n'umwanzuro: Abo bashaka kubakeba ni indyadya kandi bafise ico bahekeyeko; imbabazi z'Imana n'ubuntu bwayo bibane n'abo bishimira, birata umusaraba wa Kristo.

II. Ico twovuga ku b'i Galatiya

A. Gal 1:1-5—Indamukanyo

- **1:1-2:** ***[1]Pawulo, intumwa (itatumwe n'abantu kandi nta muntu yabariwe kuntuma, ariko natumwe na Yesu Kristo, n'Imana Data wa twese yamuzuye mu bapfuye), [2] mfatanije na bene Data turi kumwe bose kubandikira, abo mu mashengero y'i Galatiya.***

Igihe Pawulo yariko arandika, uburyo bwari buzwi bwo gutangura kwandika Icete bwari ubwa mbere gutangurira kwivuga uwo uri we (**umurongo wa 1**), ubwa kabiri kwari ukumenya no kurobanura abo wandikira (**umurongo wa 2**), kandi ubwa gatatu kwari ugushikiriza indamukanyo ku bo wandikiye (**imirongo ya 3-5**). Pawulo akora gurtyo mu bindi vyete vyose yanditse. Yamara, dufatiye kuri kahise n'ico yafatiyeko mu kwandika icete yandikiye abi I Galatiya, **imirongo ya 1-2** ikubiyemwo ibintu vyinshi cane vy'insiguro zikomeye. Ukuba intumwa kwa Pawulo kwari kwarashizweko ibibazo vyinshi n'Abizera idini ry'Ikiyahudi. Kubw'ivyo, ntahera ku cete ciwe yiyita "umugurano" wa Kristo nk'uko abikora muri **Rom 1:1, Flp 1:1,** na **Tito 1:1,** canke "imbohe" ya Kristo nk'uko abikora muri **Flm 1:1**. Ahubwo, yiyita "intumwa," ariko kandi hari ibindi yongerako: ashimika avuga yuko ukuba intumwa kwiwe intumwa*"(itatumwe n'abantu kandi nta muntu yabariwe kuntuma, ariko natumwe na Yesu Kristo, n'Imana Data wa twese yamuzuye mu bapfuye."* Ariko arerekana neza ububasha bwiwe bwite mu gushimangira yuko igihagararo ciwe nk'intumwa kitavuye ku muntu n'umwe ariko ko yatumwe na Yesu Kristo n'Imana Data.[1] Azobandanya yerekana kandi yemeza, avuga yerekana ukuba intumwa kwiwe muri ico kindi gice cose **gisigaye ca 1** n'ica **2**. Ikindi, ku **murongo wa 2** Pawulo ashimika avuga yuko atari wenyene ariko afatira kuri *"bene data bose bari kumwe na we."* Mu gushimangira ivyo ariko arabarira abigisha b'ibinyoma n'abizera b'I Galatiya ko inyigisho ziwe (z'ukuri) zishigikiwe n'abandi bantu benshi. Ni co gituma, mbere no mu mirongo ya mbere y'ico cete Pawulo ariko arashikiriza iciyumviro n'impari.

Ijambo "intumwa" ubwaryo rifatira ku muntu yatumwe akarungikwa ahandi hantu atumanywe ububasha agatumwa igikorwa kanaka kizwi. Ni izina rikomoka mw'ijambo ry'Ikigiriki *apostellö* ("gutuma"). Insiguro nyamukuru y' "intumwa" ishikirizwa n'amajambo nk'aya "umuserukizi," "uwuhagarariye abandi," canke "intumwa."

[1] Raba neza vyongeye Pawulo mu buryo budasanzwe avuga ku kuzuka kwa Yesu Kristo. Ukuzuka ni uruti rw'umugongo rwa kahise, kubera yuko kugaragaza yuko Yesu arenegeye ukuba umuntu buntu ariko ni Umwana w'Imana (mu yandi majambo, Imana yihinduye umuntu); vyongeye bigaragaza yuko Imana Data yemeye ikimazi ca Yesu ubwiwe ku musaraba. Insiguro n'ukugaragara kw'ukuzuka twarabivuzeko bihagije mw'ido n'ido muri Menn 2015-2020: 30-40.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

1. Isezerano Risha rifise kandi ryemeza ubwoko bubiri bw'intumwa: (A) Intumwa *z'urufatiro*; n' (B) intumwa *zatumwe n'ishengero*. Intumwa z'"urufatiro" zari izo ntumwa zabaye ingendanyi za Yesu, zashingiye intahe ukuzuka, kandi zahamagariwe mu buryo budasanzwe kuba intumwa no kuba ivyabona vya Yesu zihamagawe na Yesu (raba **Mat 10:1-5; Mariko 6:7, 30; Luka 6:13; Yohana 15:27; Ivyak 1:21-22**). Bishikaniye, bitangiye gusenga n'igikorwa co kugabura ijambo (**Ivyak 1:14; 6:4**); barobanuye intumwa zasubiriye izindi (**Ivyak 1:21-26**); bigishije kandi bavuga ubutumwa (**Ivyak 2:42; 4:31, 33; 5:19-21; 6:4; 8:25; 10:42**); bakoze ibitangaza, utwumiza, kandi bakiza abarwaye (**Mat 10:1-8; Mariko 6:7; Ivyak 2:43; 3:7; 5:15-16; 2 Kor 12:12**); bahamagaza amakoraniro kandi bakayagirisha (**Ivyak 6:2**); barobanura, bagatuma abadiyakoni (**Ivyak 6:6**); batuma, barungika intumwa hamwe n'abatanguza amashengero mu gikorwa ku rubuga iyo mw'isi (**Ivyak 8:14; 11:22**); barasengera abihanye bakabarambikako ibiganza, ni bamwe baronka Mpwemu Yera (**Ivyaak 8:15-17**); bashikiriza imbono ishengero bafise ububasha **Ivyak 11:1-18**); banditse ivyete bavyandikira amashengero (**Matayo, Yohana, 1-2 Petero, 1-3 Yohana, Ivyahishuriwe Yohana**); kandi bari bafise ijambo rya nyuma ku bihari vyose bijanye n'imenyeshamana (**Ivyak 15:1-29; 16:4**). Intumwa z'urufatiro zari indongozi z'ishengero rya mbere kandi zari "urufatiro, umushinge" w'ishengero ubwaryo (**Ef 2:19-20**). Mu buryo nk'ubwo, abo bari bafise ububasha bw'intumwa z'umushinge z'urufatiro ntibigeze basubira kubaho guhera igihe intumwa z'urufatiro zari zimaze gupfa zose (urufatiro rumwe rwonyene ni rwo rushobora gushirwako ku nzu). Pawulo yari intumwa y'urufatiro. Nubwo atigeze aba intumwa yabanye na Yesu (ariko mu vy'ukuri, yarahamye ishengero), Kristo yaramwiyeretse mu buryo budasanzwe (**Ivyak 9:3-6, 17, 27; 1 Kor 9:1**), yahamagawe n'Imana mu buryo budasanzwe imuhamagariye igikorwa cayo (**Ivyak 13:2; Gal 2:2**), Kristo yamuhaye ubutumwa biciye mu kubumuhishurira buvuye mw'ijuru (**Gal 1:12**), kandi ububasha bwiwe bwaremewe n'abarongozi b'ishengero ry'i Yerusalemu (**Gal 2:9**).

Intumwa "zatumwe n'ishengero" ni abo bagabo n'abagore batumwe n'ishengero kugira ngo basohoke bagende bavuge ubutumwa bwiza, bashing amashengero mashasha, kandi bubake ishengero (raba **Ivyak 13:1-3; 14:14; Rom 16:7; 1 Kor 9:5-6; 12:28; 1 Tes 1:1; 2:6**). *Icatumye* Kristo aha bamwe Ingabire kanaka hamwe n'igihagararo kanaka nk'abarongozi (uburorero, intumwa, abavugishwa na yo, abavugabutumwa, abungere - abigisha) ni kugira ngo *"abera babone gutungana, baheze bakore igikorwa co kugabura ivy'Imana, bubake umubiri wa Kristo"* (**Ef 4:12**). Mu yandi majambo, abo ari intumwa (co kimwe n'abavugishwa na we, abavugabutumwa, abungere-abigisha) bakwiriye kuba bafise uruhara mu bikorwa vyo mw'ishengero, kandi bakwiriye kwigisha no gushoboza abagize ishengero kugira ngo na bo bashobore kuzoba intumwa, abavugishwa nay o, abavugabutumwa, n' abungere-abigisha. Ibi bisigura yuko, igihe Mpwemu Yera atanga Ingabire za Mpwemu *"agabira umuntu wese uko agomba"* (**1 Kor 12:11**), kandi si bose ari intumwa, abavugishwa na we, abigisha n'ibindi. (**1 Kor 12:29**), ingabire n'ubukerebutsi bw'Intumwa, abavugishwa na we, abavugabutumwa, n'abungere-abigisha birashobora kwigishwa kandi bikirwa kandi birakwiriye no kwipfuzwa (raba **1 Kor 12:31; 14:1**).

Ubwo bwoko bwose bw'intumwa bukubiye hamwe mu muntu nka Pawulo (raba **Ivyak 9:1-16; 13:1-3; 1 Kor 9:1; 15:6-10; Gal 1:11-17; 1 Tim 2:7**). Intumwa zatumwe n'ishengero ntizishobora kugira ububasha buruta ubw'ubw'ishengero ryabatumye. Ishengero ni umubiri wa Kristo kw'isi (**1 Kor 12:27; Ef 1:22-23; 4:15-16; Kol 1:18**). Ishengero ni ingoro ya Mpwemu Yera (**1 Kor 3:16-17**). Kristo yashinze, yarobanuye ishengero kandi ariha ububasha bwiwe (**Mat 16:18-19**). Kubw'ivyo, Kristo ashobora kwitegwa gukorera mw'ishengero ryiwe, ntashobora gukorera hanze yaryo. Mu gutuma intumwa, ishengero vyongeye ribaha ubwizigirwa n'ukwemerwa hamwe no guharurwako ivyo bakora, hafatiwe kw'ishengero ubwaryo kandi no mu maso y'isi.[2]

---

[2] Ishengero rirakeneye gusuzuma abantu biyita "intumwa" kugira ngo rimenye nimba ari intumwa z'ukuri canke ko ari iziyita intumwa, intumwa z'ibinyoma, z'ivyaduka (**1 Yohana 4:1-6;** raba kandi **2 Kor 11:3-4, 13; Ivyah 2:2**). Abantu benshi muri iki gihe bashaka kwishiraho nk "intumwa." Ivyo bitandukanye n'ivyagirwa mw'Isezerano Risha (Intumwa zo mw'Isezerano Risha ntizishizeho, ntizihamagaye). Benshi muri izo (Ntumwa) zishizeho, ziyimitse, zihamagaye zivuga ko zikora ibitangaza. Yamara, mbere no gukora ibitangaza si co gisigura ko ikimenyetso c'uko umuntu yahamagawe n'Imana (**Mat 7:15-23; 2 Tim 3:1-9** [raba **Kuv 7:10-12, 20-22; 8:6-7, 16-19**]). Muri Afirika, "ukwaduka kw'abavugishwa n'Imana n'intumwa vyatumye habaho ugutangaza n'ukwamamaza uburinganire hagati y'abirabura n'abazungu mu bizera no mu gikorwa (Gal 3:28; Kol 3:11). Vyongeye vyashizeho ihame ry'ugutandukanya ukwizera rukristo n'ibindi vyose vyari bishingiye kuri ba kavantara bari baje kugira abirabura abacakara." (Ouedraogo 2006: 1434) Ikibabaje ni uko, "abavugishwa n'Imana benshi bo muri Afirika n'intumwa badafata Bibiliya nk'umushinge w'ukwizera kwabo n'inyifato yabo. . . . Bafata [ivyo bavuga ko ari uguhishurirwa kwavuye ku Mana ubwayo] nk'aho ari ivyongewe kuri Bibiliya. Yamara, Bibiliya iragabisha ku kutongera ko ikintu na kimwe kw'ijambo ry'Imana (Ivyah 22:18-19). . . . Abavugishwa n'Imana n'Intumwa z'Abanyafirika benshi vyongeye bisuka mu mangetengete yabo. . . . Hariho bamwe mbere bavuga ko ari abasubiriye Kristo canke mbere bakaba uwundi Kristo. Ivyo bivuga ko bari bituma babasenga. Ikibabaje, benshi muri bo baca bagira inyagano abo barongoye bakabagira n'ibijuju mu mitwe. Isezerano Risha riratuburira, rikatugabisha ku bantu nkabo (Mat 24:11; Yuda 4-16)." (Ico gitabu nyene) "Intumwa" zo muri iki gihe bakwiriye gusuzumwa kandi

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

2. Ugushinga ishengero kwa Yesu hafatiwe ku bigishwa cumi na babiri/ intumwa cumi na zibiri vyerekana yuko yariko arashinga Isirayeli nsha yo muri Mpwemu. Ukurobanura abigishwa 12/intumwa 12 (**Mat 10:1-2; Mariko 3:13-19; Luka 6:12-26**) ikimenyetso c'imiryango 12 ya Isirayeli. Kanatsinda, ku marembo 12 ya Yerusalemu Musha handitsweko *"amazina cumi n'abiri y'imiryango ya Isirayeli"* (**Ivyah 21:12**), kandi ku mfatiro y'amabuye ya Yerusalemu Musha hariko *"amazina cumi n'abiri y'intumwa cumi na zibiri z'Umwagazi"* (**Ivyah 21:14**).[3] Intumwa ubwazo zari zizi insiguro y'igiharuro "cumi na kabiri." Mu **Ivyak 1:12-26** bafashe umwanzuro yuko vyari nkenerwa ko basubiriza umuntu mu kibanza ca Yuda Isikariyota nk'intumwa. Nubwo Pawulo yari intumwa (**Rom 1:1; 1 Kor 1:1; 9:1**), Isezerano Risha (na Pawulo ubwiwe) rirashiraho itandukaniro hagati y'ukuba intumwa kwa Pawulo na bamwe "cumi na babiri" (raba **Ivyak 6:2; 1 Kor 15:5, 8**). Ibi bishobora kuba vyavanye n'uko igikorwa ca Pawulo ahanini cari ico mu banyamahanga (**Ivyak 9:15; 13:46; 18:6; Rom 11:13; Gal 1:16; 2:7**) kandi ko Pawulo atari yaragendanye na Yesu (ariko mu vy'ukuri, yari yarahamye ishengero), aho Petero na we, umurongozi agaragara kandi umuvugizi wa bamwe cumi na babiri, ahanini yari intumwa ku Bayuda (raba **Gal 2:7-8**). Pawulo atatahura yuko ukwihana kwiwe n'ukuba intumwa kwiwe vyari ibikorwa vy'ubuntu bw'ijuru. Kubera Kristo yamwiyeretse akamuhamagara nubwo yahora ahama, ahiga ishengero, Pawulo ubwiwe yiyita intumwa *"nk'umwana w'icenda, uwavutse hatageze"* (**1 Kor 15:8**) kandi *"uw'inyuma y'izindi ntumwa zose"* (**1 Kor 15:9**).

- **1:3-5:** ***[3] Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami wacu Yesu Kristo, [4] yitangiye ivyaha vyacu, ngw aturokore muri iki gihe kibi ca none, nk'ukw Imana yacu yagomvye, ni yo Data wa twese. [5] Icubahiro kibe icayo ibihe bitazoshira. Amen.***

"Ubuntu n'amahoro" ni indamukanyo dusanga Pawulo akoresha cane (Raba **Rom 1:7; 1 Kor 1:3; 2 Kor 1:2; Ef 1:2; Flp 1:2; Kol 1:2; 1 Tes 1:1; 2 Tes 1:2; Tito 1:4; Flm 1:3).** Nubwo iyi mirongo igize intangamarara y'ivyo Pawuloo Pawulo ashaka kuvuga, ikora ibintu vyinshi. Dufatiye ku vyariko biraba n'icatumye yandika c'inyigisho z'ibinyoma z'abigisha idini ry'Ikiyuda, iyi mirongo ni ikintu gikomeye, ni icemezo gikomeye cerekeranye n'ukwikwiza kw'ivyo Imana yakoze. Mu yandi majambo, agakiza kacu n'ubugingo bushasha vyubakiye ku bugombe bw'Imana (si ubugombe bwacu), ubuntu bw'Imana (si ibikorwa vyacu), kandi ico (mu muntu yitwa Yesu Kristo) yashikije ku musaraba. Igihe Ubuntu (mu yandi majambo, ikintu umuntu adakwiye, atabereye, igikundiro umuntu adakwiye aronka nk'ingabire agihawe n'Imana) ni urufatiro, umushinge w'agakiza kacu, amahoro ni ingaruka, icamwa c'agakiza kacu. Kubera yuko agakiza kacu n'ubugingo bushasha biva ku Mana gusa, *"icubahiro kibe icayo ibihe bitazoshira"* (**umurongo wa 5**).

Iyi mirongo mu vy'ukuri iduha impfunyapfunyo ntoya y'ubutumwa bwiza.[4] Ijambo "ubutumwa" risigura "inkuru nziza." Mu buryo bufoboye, "Ijambo ry'Ikigiriki 'ubutumwa' . . . yari inkuru y'ikintu gikomeye cane cabaye, nk'akarorero intsinzi mu ntambara canke umwami mushasha yimye, ivyo vyahindura abariko barumviriza iyo nkuru kandi vyasaba ko bagira ico bakoze kuri iyo nkuru bumvise. Rero ubutumwa ni inkuru y'ivyo Imana yakoze kugira ngo idushikire. Si impanuro ku vyerekeranye n'ivyo dukwiriye gukora kugira ngo dushikire Imana." (Keller n.d.: 1) Ubutumwa ni inkuru nziza y'ivyo Imana yadukoreye tutari gushobora kwikorera na gatoya. Imana yahindutse umuntu ibicishije muri Yesu Kristo. Yesu yabayeho ubuzima n'ubugingo twari dukwiye kubaho *nk'umuntu*; yarumviye Imana Data mu muri vyose; *"yarageragejwe mu buryo bwose nkatwe, yamara we nta caha yakoze"* (**Heb 4:15**). Ivyo bimuha kuba umuserukizi wacu, kwikorera ivyaha vyacu no kuriha ihadabu y'ivyaha vyacu, ivyo twari kuriha twebwe ubwacu ariko kandi tutari gushobora kuriha (**Rom 8:1-4; 2 Kor 5:21; Gal 3:13; Kol 2:13-14; 1 Tim 2:5-6; 1 Pet 2:24**). Muri ako kanya nyene, Yesu Kristo yari Imana. "Imana rero ntiyashize imibabaro ku wundi muntu, yamara ku musaraba ubwayo ni yo

---

bagasuzumirwa ku nyigisho zabo (raba **Ivyak 17:11; 1 Tim 6:3-5**) n'ukugene babayeho (raba **Mat 20:25-28; Mariko 10:42-45; Luka 22:24-27; Yohana 13:12-17; Ivyak 18:3; 1 Kor 9:11-18; 2 Kor 11:7; 12:13**). Amahame y'ugusuzuma abavugishwa n'Imana n'intumwa n'ukugene twogenza abavugishwa n'imana b'ibinyoma, abigira abavugishwa n'Imana n'abigira intumwa twarabivuzeko mw'ido n'ido muri Menn 2017: 40-42.

[3] "Ico dukwiye gushingirako ni ivyavuzwe mu [Ivyah] 21:14 vy'uko intumwa ari izigize umushinge, urufatiro, aho amoko ari ayagize amarembo mu ruhome rwari rwubatse umushinge. Umuntu yategerezwa kuba yari yiteze ibinyuranye n'ivyo kubera yuko Isirayeli ari yo yabanje kubaho imbere yuko ishengero rivuka muri kahise k'ugucungura. Ari ko mu buryo bw'umugani bunyuranije n'ivyo bugaragaza yuko ugushitswa kw'amasezerano ya Isirayeli kwagaragariye muri Kristo, we, hamwe n'ivyabona vy'intumwa vyashingiye intahe ko yashikije igikorwa ciwe, ni vyo bigize urufatiro, umushinge w'urusengero rusha, ishengero, ari ryo Isirayeli nsha." (Beale 1999a: 1070)

[4] Bibiliya kenshi na kenshi irakora imfunyapfunyo y'ubutumwa bwiza. Izindi mpfunyapfunyo z'ubutumwa bwiza tuzisanga nko muri **Yohana 3:16; Ivyak 10:36-43; 13:32-33; 16:30-31; Rom 3:21-26; 5:8; 10:8-13; 1 Kor 15:1-8; Ef 2:8-10; Tito 3:4-7**.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

yikoreye iyo mibabaro, yakiriye iyo mibabaro, ukwo gukubitwa no kugirirwa nabi hamwe n'ububi bwose bw'isi yose aravyikorera. . . . Ni kubera iki Yesu *yategerezwa* gupfa kugira ngo aduharire? Hariho umwenda, ideni ryategerezwa kurihwa—Imana ubwayo ni yo yaririshe. Hariho igihano categerezwa kwikorerwa—Imana ubwayo yaracikoreye. . . . Ku musaraba nta butungane canke imbabazi vyatakaye—vyose vyashikirijwe rimwe. Urupfu rwa Yesu rwari ngombwa nimba Imana yari igiye gufata ubutungane nk'ubutungane nyene ariko kandi ikaguma idukunda." (Keller 2008: 192-93, 197)[5] Ubutumwa ni "inkuru nziza" kubera ni ico Imana yakoze icishije mu vyo umuntu yitwa Yesu Kristo yadukoreye, atari ivyo dukwiriye gukora; kubw'ivyo, ntidukwiriye gutinya na gatoya ku vyerekeranye "n'uko tutoba turi beza bihagije."

Ibivugwa ku **murongo wa 4** ko Kristo yitanze kugupfira ngo "*akurokore muri iki gihe kibi"* herekana ingaruka z'ubutumwa. Bibiliya irafise ukugene yanditswe mu buryo butahurika ku bijanye n'ibihe vy'iherezo. Ukwo kuntu Bibiliya yanditswe ni "ibihe bibiri" (Ikigiriki = *aiōn* ["igihe"]): *"iki gihe,"* n' *"igihe kizoza."* Hariho *itandukaniro ry'akanovera* hagati y'iki gihe n'igihe kizoza. "Isezerano Rishasha rishira igihe kizoza mu buryo bunyuranye n'Iki Gihe. . . . Iyo tubajije ico Ivyanditswe vyigisha ku vyerekeranye n'ibigize ibi bihe bibiri, duca dusanga hariho itandukaniro rikomeye. Iki gihe gikorerwamwo ibibi vyinshi, ububisha, n'ubugarariji burwanya ubugombe bw'Imana, ariko Igihe Kizoza ni igihe c'ubwami bw'Imana. . . . Muri iki gihe hariho urupfu; mu bwami bw'Imana, hariho ubugingo budashira. Muri iki gihe, abagororotsi n'ababi baravanze; mu bwami bw'Imana, ububisha bwose n'icaha bizosangangurwa, bizorandurwa. Muri iki gihe, Satani abonwa nk'uko ari 'imana y'iyi si;' ariko mu gihe kizoza, ubwami bw'Imana, inganji y'Imana izoba yarasanganguye Satani, kandi ukugororoka kuzosubirira ububisha bwose." (Ladd 1959: 31, 28, 34) Vyongeye hariho *itandukaniro ry'akanovera* hagati y'iki gihe n'igihe kizoza. Iki gihe n'ic'imfatakibanza, gifise iherezo, kandi kizohera (**Mat 13:39, 40, 49; 24:3; 28:20; Heb 9:26**); igihe kizoza kizohoraho ibihe bidashira, ntikizogira iherezo (**Luka 1:33; 2 Pet 1:11; Ivyah 11:15**). Ubwa nyuma, ibihe bibiri ni vyo bigize ibihe vyose, kandi igihe kizoza kizokwirikirana n'iki gihe ata kanya gaciye hagati. **Ef 1:21** havuga yuko Imana yashize Kristo *"hejuru cane y'ubukuru bwose n'ububasha bwose n'ubushobozi bwose n'ubwami bwose n'izina ryose rivugwa, si muri iki gihe gusa, ariko no mu kizoza."* Muri **Mat 12:32** (raba kandi **Mariko 3:29**) Yesu avuga yuko uwo ari we wese azorogota kuri Mpwemu Yera atazobiharirwa *"kandi azoba akoze icaha c'ibihe bidashira, muri iki gihe no mu gihe kizoza."* Ivyo bisomwa vyerekana yuko ata mwanya uzoba hagati *"y'iki gihe"* n' *"igihe kizoza."*[6]

Ukuza kwa mbere kwa Kristo kwazananye n'"ugutanguza " ububasha bw'ighe kizoza muri iki gihe (**Heb 6:4-5**). Ni co gituma, igihe kizoza ari igihe c'irema rishasha (**Rom 8:18-22; Ivyah 21:1-4**), mu buryo kanaka irema rishasha rija ryaratanguye muri Kristo biciye mu gikorwa ca Mpwemu Yera (**2 Kor 5:17; Gal 6:15**). Igihe umurongo wa **4** uvuga ku vyerekeranye na Kristo yaje ngw' *"aturokore muri iki gihe kibi ca none,"* werekana ibintu bibiri: ubwa mbere, nubwo abizera baba muri iyi si, ntibakwiriye kuba "ab'iyi si" (raba **Yohana 17:14-16**). Ahubwo, dukwiriye *"gushushanywa n'ishusho y'umwana wayo (Yesu Kristo]"* (**Rom 8:29**). Pawulo yabikiye ibice vy'**Abo i Galatiya 5-6** kuvuga ku vyerekeranye n'ico ari co ubugingo bushushanijwe n'ishusho ya Yesu Kristo hamwe n'ico bisigura. Ubwa kabiri **umurongo wa 4** werekana yuko ubwa nyuma "tuzorokorwa, tuzocungurwa iki gihe kibi"" igihe Yesu Kristo azogarukira, aho isi yose izohindurwa, tuzohabwa imibiri misha y'ubwiza nk'uko uwiwe umeze, kandi ivyaha vyose, imibabaro, n'urupfu bizovanwaho burundu. Ivyo bintu vyose ni ingaruka z'ubutumwa.

IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ubwoko bubiri bw' "intumwa" ni ubuhe muri Bibiliya kandi ibikorwa vyabo ni ibihe?

2. Abantu benshi uyu munsi biyita "intumwa." Ni mu buryo ubwahe bamwe muri izo "ntumwa" za kino gihe zitandukanye n'iciyumviro ca Bibiliya ku kuba intumwa?

3. "Ubuntu" ni iki ?

4. "Ubutumwa" ni iki?

B. Gal 1:6-9—Icafatiweko mu kwandika: Uwo ari we wese yobabarira "ubutumwa" bunyuranye n'ubwo nababariye, arakavumwa ibihe bidashira.

[5] Kamere k'ubutumwa bwiza n'ico Kristo yashikije ku musaraba twarabivuzeko mw'ido n'ido muri Menn 2015-2020: 83-87 na Menn 2017: 20-23.

[6] Ivyo biringo bibiri, ivyo bihe bibiri twarabivuzeko mw'ido n'ido muri Menn 2010-2017: 20-25.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

[6] Ndatangaye yuko muriko murareka vuba murtyo Iyabahamagaye kubw'ubuntu bwa Kristo, mukemera ubutumwa bunyuranye n'ubwo; [7] kandi ata bundi buriho; ariko hari abantu babahagarika imitima, bakagomba guhindura ukundi ubutumwa bwa Kristo. [8] Ariko naho yoba ari twebwe cank'umumarayika avuye mw'ijuru, ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo twababariye, arakavumwa ! [9] Nkuko twavuze ubwa mbere, na none nongeye kubivuga, nti Ni hagira umuntu ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo mwemeye, arakavumwa!

Mu vyete vyose vya Pawulo ndetse iki conyene, inyuma y'indamukanyo ziwe aca ako kanya nyene akwirikizako ugukenguruka canke ugushimira Imana, canke agashiraho isengesho, canke itegeko. Aha honyene ni ho adakora gurtyo ariko ako kanya nyene aca yinjirira ku co agomba kuvuga nk'aho ari ikintu cihutirwa cane, ikibazo c'inyigisho y'ibinyoma, ubutumwa bunyuranye n'ubwo yari yarigishije i Galatiya. Ku murongo wa **6** Pawulo ku Bagalatiya "bareka" Imana bakemera ubutumwa bunyuranye n'ubwo. Ijambo (Ikigiriki = *metatithēmi*) rikoreshwa ku basirikare bagumutse, canke bareka canke abantu bahindura aho bari begamiye muri politike. Mu bundi buryo iryo jambo rikoreshwa muri Bibiliya, ijambo rikoreshwa ku mpinduka zikomeye mu guhindura ahantu canke mu kwimuka (**Ivyak 7:16; Heb 11:5**), impinduka muri kamere k'ubuherezi yazanywe na Kristo (**Heb 7:12**), kandi n'abantu bahirika ubuntu bw'Imana (**Yuda 4**). Ico Pawulo ashaka kuvuga ni ukudatahura—kandi inyigisho y'ibinyoma—ico ari co ubutumwa, si ikosa mu vyerekeranye n'imenyeshamana gusa ariko bivyara kureka canke kuva ku Mana ubwayo.

Pawulo ashimangira ivyo ku **murongo wa 7** igihe avuga kuri abo *"bagomba <u>guhindura</u> ukundi [kwonona; guhirika] ubutumwa bwa Kristo."* Iryo jambo (Ikigiriki = *metastrefō*) ryakoreshejwe akandi kabiri gusa mw'Isezerano Rishasha. Risigura impinduka ikomeye iva ku kintu ikaja ku kinyuranye na co. Ni co gituma, **Ivyak 2:20** havuga ibi, *"Izuba <u>rizocura</u> umwiza."* **Yak 4:9** havuga, *"Ibitwengo vyanyu <u>bihinduke</u> amaborogo."* Ngaha, Pawulo ariko aravuga yuko inyigisho Ab'I Galatiya bari barigishijwe, barahawe (iyo, ahanini ivuga iti "Ushobora gukizwa n'ukwizera ariko uzigamwa n'ivyagezwe") yahinduye ubutumwa. Ivyo na vyo bivyara yuko ubutumwa (ubwo, ahanini buvuga yuko "ubuntu ari bwo bwadukijije kubw'ukwizera kandi tuzigamwa n'ubuntu biciye mu kwizera") ko ubwo atari ubutumwa na gatoya. Impamvu, nk'uko nja narabivuze, ni uko ubutumwa bwerekeranye n'ico Kristo yadukoreye, si ico twakoze kugira ngo turabwe ryiza n'Imana. Nubwo 1% vy'agakiza kacu vyoba bivane n'ivyo dukora, nta n'umwe yokijijwe, kubera yuko ivyo Imana isaba ni uko tuba abera, intungane, agahore (**Mat 5:48**), Imana ntishobora kubana n'icaha n (**Hab 1:13; Rom 1:18**), ariko imitima yacu yamogoreye gukora ibibi, iribesha kurusha ibindi bint vyose (**Yer 17:9**) kandi ntidushobora kuyihindurira. Ubwacu twenyene twese twaranduye, turi abanyavyaha, kandi ntidushobora guhimbara Imana (**Rom 3:9-18; 7:5, 8-11, 14-24; Gal 5:17; Heb 3:12-13**). Ni co gituma, tudashobora gushikira ubwiza bw'Imana kandi tudashobora kwikiza, haba agace canke hose.

Ubukomezi bw'ibi tuvuga bugaragarira mu **mirongo ya 8-9** aho Pawulo incuro zibiri zose avuga yuko uwo ari we wese—naho yoba umumarayika avuye mw'ijuru—yobabarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo jewe Pawulo nababariye, *"arakavumwa."* Ijambo "arakavumwa" (Ikigiriki = *anathema*) risigura kuvumwa canke gucirwa kw'iteka n'ijuru. Mu yandi majambo, Pawulo ariko aravuga yuko, "niyo haba umuntu yigisha ubutumwa bunyuranye, *arakaja mu muriro!*"[7]

<u>IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Kubera iki ugutahura kw'ukuri n'ukwigisha ubutumwa bw'ukuri ari ngirakamaro cane?

2. Ingorane y'abigisha b'ibinyoma ni nini ku rugero urwahe mw'ishengero ry'uyu munsi, rya kino gihe? None twobikorako iki?

[7] Hariho ahandi hantu habiri Pawulo yipfuriza abantu ko bovumwa. Muri **1 Kor 16:22** avuga ati *"nihagira umuntu adakunda Umwami wacu, arakavumwa."* Ivyo vyerekana yuko abigisha b'ibinyoma ariko barahirika Ubutumwa Bwiza mu b'I Galatiya bagareranywa nabo badakunda Umwami wacu. Muri **Rom 9:3** yipfuza yuko ubwiwe yopfuma avumwa no no kuba igicibwa kuri Kristo kubwa bene wabo abo bavukana ku mubiri, Abayuda. Ivyo vyerekana umutima wiwe n'ukugene yiyumva kubera ubuzimire bwa bene Data.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

C. <u>Gal 1:10-2:21—Igikorwa ca Pawulo n'ubutumwa yavuga:</u> Abayuda n'Abanyamahanga bose batsindanishirizwa n'ukwizera Kristo wenyene, ntibatsindanishirizwa n'ivyagezwe.

Ico kigabane cose cerekeranye n'ubuzima bwa Pawulo nk'uko bigaragarira muri **Gal 1:10-2:10** cerekana yuko ubuzima bwiwe bwose bwari ukuvugira Kristo n'ubutumwa:

- **1:10**: ntashaka kwinezereza = uguhamagarira abantu kwiyumvira
- **1:11-12**: ubutumwa yarabuhishuriwe n'Imana = avyegeka ku Mana n'uguhishurirwa kudasanzwe
- **1:13-19, 21-22**: inyifato itandukanye n'iy'abandi = yerekana ingaruka, ubushobozi bwa Kristo n'ubutumwa mu buzima bwiwe bwite
- **1:20**: indahiro imbere y'Imana = yiyerekana ko ari intungane
- **1:23-24**: ivyamwa bikomoka ku Mana = yerekana ingaruka za Kristo n'ubutumwa mu bandi
- **2:1-10**: ashingirwa intahe n'abemerwa ko ari abarongozi = yerekana ububasha

Urugendo rw'ubuzima bwa Pawulo nk'Umukristo, imbere y'uko yandikira ab'I Galatiya n'inyuma yahoo ahejeje kubandikira, nk'uko tubisoma mu b'I Galatiya no mu Ivyakozwe n'Intumwa birashobora kugereranywa kandi bigapfunyapfunywa muri ubu buryo bukurikira:

<u>Ivyabaye</u>	**<u>Ab'I Galatiya</u>**	**<u>Ivyak</u>**
Ukwihana kwa Pawulo	1:15-16a	9:1-19a
Aguma i Damasiko	1:17	9:19b-22
Agenda muri Arabiya	1:17	-----
Asubira I Damasiko	1:17	-----
Aja ubwa mbere i Yerusalemu	1:18-24	9:26-29
Aja muri Siriya maze agaruka I muhira I Taruso (I Kirukiya)	1:21	9:30
Urugendo rwa kabiri (gushira abantu ivyo kurya kubw'Inzara & inama y'abarongozi)[8]	2:1-10	11:27-30; 12:25
Urugendo rwa mbere rwo kuvuga ubutumwa	-----	13:1-14:28
Kwandika icete c'ab'I Galatiya	-----	-----
Ukuja I Yerusalemu kwa gatatu (inama y'Ishengero)	-----	15:1-35

[8] Abahinga batari bake baharira yuko inama rukokoma yabereye i Yerusalemu itari yo ivugwa yabereye i Yerusalemu mu **Ivyak 15**, si inama yo mw'ibanga yabaye hagati ya Pawulo n'abarongozi b'ishengero ry'i Yerusalemu. Nimba ivyo ari uko biri, Pawulo rero yanditse ab'i Galatiya inyuma y'iyo Nama rukokoma yabereye I Yerusalemu, ntiyanditse imbere y'iyo nama. Ivyo twovyemerana amakenga menshi, ariko, kubera Inama rukokoma y'I Yerusalemu yari inama ikomeye y'ukuri yabereye I Yerusalemu muri kahise k'ishengero. Yemeje iburanira ivyo Pawulo yavuga. Pawulo nta nkeka ko yari kuba yarabivuze mu b'I Galatiya nimba yanditse ab'I Galatiya imbere y'iyo Nama yabereye i Yerusalemu. Kuba atavuze ku Nama yabereye I Yerusalemu rero ni ikimenyamenya gikomeye c'uko yanditse ab'I Galatiya imbere yuko Inama iba. Ikindi cemezo dukura hose mu b'i **Galatiya 2** no mu **Ivyak 15** herekana yuko urugendo rwa kabiri rwa Pawulo rw'I Yerusalemu rwabaye imbere y'urugendo ruvugwa mu **Ivyak 15**. Nk'akarorero, **Gal 2:1** havuga yuko Pawulo yari yaherekejwe na Barunaba na Tito I Yerusalemu, aho **Ivyak 15:2** havuga yuko Pawulo yari yaherekejwe na Barunaba hamwe "n'abandi." Muri **Gal 2:2** Pawulo avuga yuko inama yiwe n'abarongozi b'I Yerusalemu yabaye bivuye ku "guhishurirwa" kandi ko yabaye mu "mwiherero," aho mu **Ivyak 15:2** Pawulo yarungitswe n'ishengero i Yerusalemu, kandi Inama rukokoma y'I Yerusalemu yari inama y'abantu benshi (**Ivyak 15:12**). **Gal 2:9** havuga yuko mu barongozi babonanye na Pawulo i Yerusalemu harimwo Yohana, aho mu **Ivyak 15** Yohana atavugwamwo. Ubwa nyuma, Pawulo yaharirije imbonankubone Petero mu b'i **Gal 2:11-14**, aho mu **Ivyak 15:7-12** Petero na Pawulo bumvikanye. Icongeyeko, David Trobisch aguma yerekana mu **Gal 2:1-10** no mu **Ivyak 11:27-30** ko habangabanganye (Trobisch 1999: 336-37). "Uguhishurirwa" kwa Pawulo (**Gal 2:2**) kumbure ko kwafatira ku muvugishwa n'Imana Agabo yahanuye ko hari ikiza c'inzara cari kigiye gutera "avugishijwe na Mpwemu" (**Ivyak 11:28**).

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

- **1:10-12—**Pawulo yakira ubutumwa.

[10] Mbega ubu ni ishimwe ry'abantu ngomba, canke ni iry'Imana? Canke se ndondera kunezereza abantu? Iyo mba nkinezereza abantu, simba ndi umugurano wa Kristo. [11] Ku vy'ubutumwa navuze, ndabamenyesha bene Data, yuko atari ubw'abantu. [12] Kuko nanje ntabuhawe n'umuntu, kandi sinabwigishijwe, ariko ni Yesu Kristo yabumpishuriye.

Muri iyi mirongo, Pawulo avuga kw'isoko, inkomoko y'ubutumwa: si *"ubw'abantu,"* ariko Pawulo yaburonse buvuye *"ku guhishurwa na Yesu Kristo."* Mu gusubiramwo yuko yuko *"ku vy'ubutumwa navuze ndabamenyesha yuko atari ubw'abantu"* kandi *"ntabuhawe n'umuntu kandi sinabwigishijwe,"* Pawulo ashimangira ko yatumwe n'ijuru kandi ukwo gutumwa kwakomotse kuri Yesu Kristo. Agaruka kuri iki ciyumviro ku **mirongo ya 15-16a**. Iyi *nkomoko* yo mw'ijuru y'ubutumwa isa na *kameremere* k'ijuru k'ubutumwa. Ayandi madini yose yo mw'isi mu vy'ukuri avuga ati, "Nimba ushaka Imana canke imana ko zikwemera kandi ko zikujana mw'ijuru, *bikuvako*—gutanga ibimazi bihagije, gukora ibikorwa vyiza bihagije, kandi ukiyima ibintu bitari bike." Ikindi, ayandi madini yose yashinzwe n'umuntu yavuze ahanini ati, "Si ndi Imana, ariko ndababarira ico mukwiye gukora kugira ngo Imana ibemere." Ubukristo bunyuranye n'ivyo vyose. Mu Bukristo, Yesu yavuze ati, "*Ndi* Imana yaje kubarondera." Ubukristo bwonyene ni bwo buvuga yuko *ata kintu na kimwe* dushobora gukora kugira ngo turonke agakiza kacu: ntidushobora gutanga ibimazi bihagije, ntidushobora gukora ibikorwa vyiza bihagije, canke kwiyima ibintu bitari bike. Ahubwo, mu Bukristo agakiza kacu gafatiye incuro 100% ku vyo Kristo yadukoreye. Dushobora kwakira agakiza nk'ingabire y'ubuntu bwayo gusa.

- **1:13-14—**ubuzima bwa Pawulo imbere yuko yihana.

[13] Mwumvise ingeso zanje nari mfise kera, nkiri mw'idini y'Abayuda, ingene nahiga ishengero ry'Imana birengeje, nkaritikiza; [14] kandi mu bwoko bwacu narushije benshi bo mu bo twarukanye kuja imbere mw'idini y'Abayuda, kuko nabarusha kugira ishaka ry'imigenzo twarazwe na ba sogokuruza.

Ubuzima bwa Pawulo mw'idini ry'Abayuda bwabaye ubwo kwiga, ubw'ububasha, n'ubushobozi. Muri **Flp 3:4-6** avuga ati, *"Naho jewe nokwishimiye ivy'umubiri. Hogira uwundi wese yokwiyumvira kwishimira ivy'umubiri nomurusha: [5] nakebwe ku munsi ugira umunani, ndi uwo mu bwoko bwa Isirayeli, ndi uwo mu muryango wa Benyamini, mu Baheburayo ndi Umuheburayo, ku vyo gushimikira ivyagezwe, ndi Umufarisayo; [6] ku vy'ishaka, nahama ishengero, ku vy'ukugororoka kuzanwa n'ivyagezwe nta wobonye ico angaya."* Mu **Ivyak 22:3-5** yongerako ibi, *"[3] Ndi Umuyuda, navukiye I Taruso h'i Kilikiya, ariko nakuriye muri iki gisagara [Yerusalemu], nigishirizwa imbere y'ibirenge vya Gamaliyeli [umwigisha mukuru w'ico gihe], nk'uko uruhande rugoye rw'ivyagezwe vya ba sogokuruza ruri, ngira ishaka ry'Imana, nkuko namwe mwese murifise uyu munsi. [4] Kandi nahama abakurikira Inzira ya Yesu gushitsa bapfuye, nkababoha nkabashira mu mabohero abagabo n'abagore, [5] Kandi n'umuherezi mukuru na we aranshingira intahe y'ivyo, bo n'abanyekombe bose. Ni bo bampaye ivyete vyandikiwe bene Data b'i Damasiko, ikinjanyeyo ari ukuzana I Yerusalemu abaho na bo bari mu ngoyi, ngo bishure."* Pawulo mbere ni ho yari ari igihe batera amabuye Sitefano agapfa, umumaratiri wa mbere wo mw'ishengero rya mbere, Sitefano (**Ivyak 7:58-8:1;** raba **Ivyak 22:20**). Avuga ingene yari ameze imbere yuko akizwa yuko *"yabanje kumurogotako no kumuhiga no kumwambika ibara"* (**1 Tim 1:13**). Ivyiyumviro vyiwe vyari nk'ivy'umujihadisite (abiyita ko barwana intambara nyeranda) w'Umuisilamu.

- **1:15-16a—**Ukwihana kwa Pawulo.

[15] Ariko aho bihimbariye Imana yandobanuye nkiri mu nda ya Mama, ikampamagara kubwo ubuntu bwayo [16] guhishurira umutima wanje Umwana wayo, ngo mvuge ubutumwa bwiwe bwiza mu banyamahanga.

Ukwihana kwa Pawulo kuvugwa mu **Ivya 9:1-30** (raba kandi **Ivyak 22:1-16; 26:1-20**). Muri iyo mirongo ibiri Pawulo ashimangira yuko uguhinduka kwiwe (agakiza)—kandi, twuririye aho nyene, uguhindukira kw'uwo ari we wese—kwama gukomoka ku Mana: Imana *yirobanurira* umuntu wayo, Imana *ihamagara* umuntu biciye mu *buntu* bw'Imana; kandi Imana *yihishurira* umuntu kubw'*uguhimbarwa kwayo n'intumbero yayo*. Iyi mirongo ihishura ibintu vyinshi vy'ingirakamaro ku vyerekeranye na kamere k'uguhinduka nyakuri:

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

1. Ukwihana nyakuri kurimwo ugushobozwa n'Imana. Pawulo yariko arerekana ukugene yari ameze mu buzima bwiwe, ingeso ziwe nk'Umuyuda imbere yuko ahinduka, yihana **imirongo ya 13-14**, ariko ku **murongo wa 15** atanguza ijambo rikomeye "Ariko." Twerekanye ingene Ubukristo, mu buryo bunyuranye n'ayandi madini yose, bushingiye ku vyo Imana yadukoreye biciye muri Yesu Kristo atari ivyo dukorera Imana. Mu vyerekeranye na Pawulo, imana mu buryo budasanzwe yarisidukiye maze ihindura ubugingo bwiwe mu buryo budasanzwe. Ibi bigaragarira mw'itandukaniro ry'imvugo hagati y'**imirongo ya 13-14** n'**umurongo wa 15**. Igihe Pawulo avuga ku buzima bwiwe n'ingeso ziwe yari afise imbere yuko akizwa nk'Umuyuda, aguma akoresha amajambo "Jewe' na "ivyanje." Ariko, igihe avuga ku guhinduka n'ugukizwa kwiwe, ashimangirira ku majambo "Imana" n'"Umwana wayo."

2. Ukwihana nyakuri kurimwo integuro y'Imana y'ibihe bidashira. Iyi mirongo nay o nyene yerekana ikindi gituma tuzi yuko agakiza kari mu maboko y'Imana ata nkeka, si ivyacu: ni ukuvuga ko, inyigisho yerekeranye n'*ugutoranywa* n'Imana hamwe n'ico umuntu *yagenewe ataranabaho*. Ku **murongo wa 15** Pawulo avuga yuko Imana *"yandobanuye mkiri mu nda ya Mama."* Ibi birafatanije cane n'ubundi burorero aho avuga yuko umuntu yahamagawe canke yarobanuwe n'imbere yuko avuka (raba **Yes 49:1** [Mesiya]; **Yer 1:5** [Yeremiya]; **Luka 1:15** [Yohana Umubatizi]; **Rom 9:10-13** [Yakobo]). Ibi vyongeye bifatanye n'ayandi majambo menshi yemeza yuko abakijijwe bari bafise amazina yabo yanditswe mu gitabu c'ubugingo *"kuva isi itararemwa"*: **Mat 25:34** (*"Maze Umwami azobwira abari i buryo bwiwe, 'ati Ni muze abo Data yahezagiye, muragwe ubwami mwateguriwe, uhereye ku kuremwa kw'isi."*); **Ef 1:4** (*"Yadutoranirije muri we , itanguriro ry'isi ritarashirwaho, kugira ngo tube abera tutagira agasembwa imbere yayo"*); **2 Tim 1:9** (Imana *"yadukijije iduhamagarisha umuhamagaro wayo wera, udatewe n'ibikorwa vyacu, ariko utewe n'uko yabigabiye ubwayo, kandi utewe n'ubuntu bwayo, twaherewe muri Kristo Yesu ibihe vyose bitaraba"*); **Ivyah 13:8** (*"Kandi ababa kw'isi yose bazogisenga, umuntu wese atanditswe izina mu gitabu c'ubugingo c'Umwagazi w'Intama yatanzwe kw'ikimazi uhereye ku kuremwa kw'isi"*); **Ivyah 17:8** (*"Kandi ababa kw'isi batanditswe amazina yabo mu gitabu c'ubugingo, uhereye ku kuremwa kw'isi, bazotangara babonye ico gikoko yuko cariho kandi kitakiriho, kandi kizoboneka"*). Kandi ukwizera kwacu n'ukwakira kwacu agakiza ka Kristo bitegerezwa kubaho umunsi kananka, inzira y'agakiza—harimwo n'urupfu rwa Kristo ubwiwe ku musaraba—uwo muntu *"amaze gutangwa nk'ukw Imana yabgabiye yikomvomvoye, ibimenye bitari bwawe"* (**Ivyak 2:23**; raba kandi **Ivyak 4:27-28**).

3. Ukwihana nyakuri kugizwe n'umuhamagaro w'Imana. Ijambo "umuhamagaro" (Ikigiriki = *kaleō*) rishobora gukoreshwa muri rusangi nk'"umutumiro" (raba uburorero, **Mat 22:3; Yohana 2:2**). Rirashobora kandi gukoreshwa mu buryo ntasubirwamwo, bw'itegeko, mu buryo bishirwa mu ngiro. Ubu nib wo buryo iryo jambo "umuhamagaro" ririko rirakorehwa ku murongo wa **15**: Umuhamagaro w'Imana wari uhagije kugira ngo uvyare inyishu y'agakiza y'ukwizera muri Pawulo (raba kandi **Rom 1:6; 8:28-30; 9:24; 1 Kor 1:9, 24, 26; 7:18, 21; Ef 4:1, 4; 2 Tes 2:14**). *Ukwatura ivyizerwa vy'I Westminster* (1647) gupfunyapfunya ivyo vyizerwa muri aya majambo:

> "Abo bose Imana yagabiye ubugingo, kandi abo bonyene, inezererwa mu gihe yashinze no mu gihe yemeye kubahamagariramwo, biciye mw'Ijambo ryayo no muri Mpwemu wayo, bakiri muri ivyo vyaha n'urupfu, aho bari bari mu kameremere kabo, ibahamagarira ubuntu n'agakiza muri Kristo Yesu; akamurikira ivyiyumviro vyabo mu buryo bw'impwemu no mu buryo bw'ukubakiza kugira ng batahure ivy'Imana, ikabakuramwo umutima ukomantaye nk'ibuye ikabaha umutima woroshe nk'inyama; igahindura ivyipfuzo vyabo, kandi, mu bubasha bwayo buhambaye ikabategurira ivyiza, kandi ikabakwegera kuri Yesu Kristo: ariko naho biri uko, nk'uko baza bavyishakiye, bakagirwa abashaka ubuntu bwayo." (*Westminster* 1647: igice ca X.1)

Ibi ntibinyuranye n'igisomwa nka **Ef 2:8-9** kivuga yuko dukizwa n'ubuntu bw'Imana biciye mu kwizera ariko kandi n'ukwizera ubwakwo ntigukomoka kuri twebwe ariko ni Ingabire y'Imana.

4. Ukwihana nyakuri gutumwa n'ubuntu bw'Imana. Pawulo yongerako yuko Imana yamuhamagaye *"mu buntu bwayo."* Nkuko tuja twabivuze, ikibazo c'ubuntu bw'Imana (nk'uko binyuranye n'ibikorwa vy'umuntu ku gatwe kiwe) ni co gitandukanya Ubukristo n'ubutumwa bw'ayandi madini yo mw'isi yose. Ubukristo bwonyene nib wo buvuga yuko ata *kintu na kimwe* dushobora gukora kugira ngo turonke agakiza. Ahubwo, agakiza kacu kubakiye incuro 100% ku vyo Kristo yadukoreye. Twebwe twakira ako gakiza gusa nk'ingabire y'ubuntu bwayo.

5. Ukwihana nyakuri kugizwe n'ukubona ubwiza bw'Imana. Mu guhamagara Pawulo, Imana *"vyarayinezereye guhishura Umwana wayo muri jewe."* Abasobanuzi batari bake basobanura utu murongo gurtya *"kumumpishurira."* Uko biri kwose, "Ukuri kw'igitangaza kwa Yesu Kristo—yabambwe, akazuka, kandi akaba aganje—yahishuriwe, yamenyeshejwe Pawulo" (Platt na Merida 2014: 34). Agakiza n'ubutumwa bwiza ahanini bwerekeranye kandi buzunguruka ku Mwana, Yesu Kristo (raba **Rom 1:1-4**). Nk'uko Pawulo yavuze muri **2 Kor 4:6**, Imana *"yakiye mu mitima yacu kwerekana umuco ni wo kumenya ubwiza bw'Imana*

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

buri mu nyonga ha Yesu Kristo." Ikigeretseko, abizera ntibakiri bonyene (**Heb 13:5**) kandi ntibakiri ukwa bonyene (raba **Ivyak 20:28; 1 Kor 6:20; 7:23; Tito 2:14; 1 Pet 2:9; 2 Pet 2:1; Ivyah 5:9**). Ahubwo, nkuko Pawulo abivuga muri **Gal 2:20**, *"si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe."*

6. Ukwihana nyakuri kugizwe n'uguhamagarwa kubw'intumbero. Imana yahishuriye Umwana wayo muri Pawulo kubera intumbero (mu yandi majambo, kugira ngo Pawulo ashobore kumwigisha mu Banyamahanga). Ubuzima bwa Pawulo bwarahindutse mu buryo budasanzwe amaze kwihana. Yahoze ari uwuhama Abakristo biramuhindukirira na we aba uwuhamwa (ntivyahereye aho mbere baranamuca umutwe) kubera yari Umukristo (raba **2 Kor 11: 23-33**). Ibi bisa n'ibisomwa nka **Ef 2:8-10** havuga yuko dukizwa kubw'ubuntu bw'Imana biciye mu kwizera kubw'intumbero kanaka, iyo nay o ikaba, *"ngo dukore ibikorwa vyiza, ivyo Imana yateguye kera [mu yandi majambo, imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho] kugira ngo tubigenderemwo"* (raba kandi **Yohana 15:16; Ef 1:11-12; Yak 1:18**). Ibi vyategerezwa kudutuma tubona yuko, nkuko vyagenze kuri Pawulo, twahamagariwe intumbero kanaka, *"gukwiza ishimwe ry'iyaduhamagaye ikadukura mu mwiza, ikadushira mu muco wayo utangaje"* (**1 Pet 2:9**) kandi tukagaragaza ubwiza bwa Kristo butangaje mu *"kutagera ikibi ku kindi, canke igitutsi ku kindi, ariko tukabigerana n'umuhezagiro, kuko ico ari co twahamagariwe, kugira ngo natwe turagwe umugisha"* (**1 Pet 3:9**).

- **1:16b-24—**ubuzima bwa Pawulo inyuma yuko amaze kwihana n'umubonano wa mbere n'uburongozi bw'i Yerusalemu.

16b Ako kanya sinagishije inama abafise inyama n'amaraso, 17 Kandi sinaduze I Yerusalemu ku bantanguriye kuba intumwa, ariko nagiye muri Arabiya, kandi hanyuma nsubira i Damasiko . 18 Maze imyaka itatu ishize nduga i Yerusalemu kwibonanira na Kefa, mara I we imisi cumi n'itanu. 19 Ariko mu zindi ntumwa nta wundi nabonye, atari Yakobo mwene nyina w'Umwami Yesu. 20 (Ku vyo mbandikiye, ehe ndi imbere y'Imana, simbesha.) 21 Maze nja mu ntara z'i Siriya n'i Kilikiya. 22 Abo mu mashengero y'I Yudaya yo muri Kristo ntibari bwankubite ijisho; 23 ariko bumva gusa abamvuga, bat' "Umwe yahora aduhiga mbere, ubu asigaye yamamaza ivyizerwa yatikiza kera." 24 Nuko bahimbaza Imana kubwanje.

Dufatiye mu **Ivyak 9:19-20**, inyuma y'uko ahejeje kwihana, Pawulo yagumye i Damasiko (aho yari yagabiye kuja guhama Abakristo igihe Kristo yamwihishurira) *"aca aherako avuga mu masinagogi ivya Yesu, yuko ari umwana w'Imana.'"* Icongeyeko, aharira avugana n'Abayuda akabatsinda *"mu kubereka yuko Yesu ari we Kristo"* (**Ivyak 9:22**). Ibi vyerekana yuko Pawulo yatahuye ubutumwa bwiza mu buryo buhagije bivuye ku guhishurirwa na Yesu yamwihishuriye kugira ngo ashobore kwamamaza no kumenyekanisha Kristo. Avuga ku **mirongo ya 18-19** ivyerekeranye no kuja i Yerusalemu kubonana na Kefa (Petero) na Yakobo kumbure afatiye kuri **Ivyak 9:26-29**. Ku murongo wa **21**, kugenda kwiwe mu turere tw'I Siriya n'I Kilikiya bigaragarira mu **Ivyak 9:30** havuga yuko Abayuda bamwe bavuye i Bugiriki b'i Yerusalemu bagumye barondera ingene bomwica, ariko bene Data, abizera *"bamumanukana i Kayisariya, bamurungika i Taruso."* Taruso hari mu ntara y'i Kilikiya.

Ubuzima bwa Pawulo bwerekana ingene ubutumwa bwiza bw'ukuri butagira ingaruka kuri wewe gusa ariko bugira ingaruka no kuri abo bari munsi yawe. Mu vyashitse kuri Pawulo, kubera yari yarahamye ishengero, ubwa mbere abizera benshi baramwinuvye canke mbere baramutinye (**Ivyak 9:13-14, 26**). Yamara, ntivyafashe igihe kirekire kugira ngo ivyamwa vya Mpwemu muri Pawulo bigaragare mu buzima no mu bugingo bwiwe, kandi ingaruka kwabaye yuko abantu bari barumvise Pawulo kandi bakumva yuko yahindutse mu bugingo bwiwe *"bahimbaza Imana kubwanje"* (**Gal 1:24**). Ubugingo n'ubuzima bwacu bwite bwategerezwa kumera nk'ubwo bwa Pawulo. Dutegerezwa kuba abantu b'ukuri, badashira imbere ubutumwa bwiza kubera inyungu zacu. Dutegerezwa kugaragaza uguhinduka mu buryo tubayeho, mu ngeso kandi dutegerezwa kwama ivyamwa bijanye n'ubutumwa bwiza. Dukwiriye kwibaza iki kibazo: "mbega abantu barahimbaza Imana *kubwanje*?"

- **2:1-10—**umubonano wa kabiri wa Pawulo n'uburongozi bw'I Yerusalemu.

    - **Imirongo ya 1-5:** ***1 Maze hahise imyaka cumi n'ine, nongera kudugana na Barunaba i Yerusalemu, kandi na Tito ndamujana. 2 Kandi naduzeyo kubwo guhishurirwa, mbashira imbere ubutumwa bwiza mvuga mu Banyamahanga, ariko mbushira imbere y'abashimwa twihererey e, ngo sinirukire ubusa, canke simbe narirukiye ubusa. 3 Ariko na Tito twari kumwe ntiyagoberewe ngw akebwe, naho yari Umugiriki. 4 Kandi ari co coshimishije abigira bene Data banyegetejwe mw'ishengero, binjiye mu mpisho ngo batate ukwidegemvya kwacu***

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

> ***dufise muri Kristo Yesu, kugira ngo badushire mu buja.*** [5] ***Abo ntitwabumviye na gatoya ngo tuganzwe nabo, kugira ngo ukuri kw'ubutumwa bwiza kugume muri mwebwe.***

Ntibigaragara neza nimba imyaka cumi n'ine ivugwa ku **murongo wa 1a** yabaye inyuma y'ugukizwa kwiwe canke ko yabaye inyuma y'ukuja I Yerusalemu ubwa mbere. Ikibazo co ku **mirongo ya 1-5** c'uko nimba Tito (umugiriki, atari Umuyuda) yategerezwa gukebwa cari ikintu kidasanzwe c'ivyo yavuga vy' "abiyita bene Data" (ab'idini ry'Ikiyahudi) kigize ikibazo nyamukuru mu gitabu c'ab'I Galatiya kandi cari inkomutima catumye hatumwako inama rukokoma yabereye i Yerusalemu mu **Ivyak 15** (raba **Ivyak 15:1**, *"Maze haza abantu bamwe bavuye I Yudaya bigisha bene Data, bati Ni mutakebwa, nk'uko umugenzo wa Mose uri, ntimuzoruha mukizwa'"*). Pawulo yarahakanye aranka ko Tito akebwa (umurongo wa **3**). Yamenye yuko hamwe yokwemera ko akebwa vyotuma *"badushira mu buja"* (**umurongo wa 4**). Ibi bwoba ari "ubuja bw'Ivyagezwe" ubwo Pawulo amara igihe kinini yiyamiriza muri iki cete (raba **Gal 2:4; 3:10, 23; 4:21-26; 5:3, 18;** raba kandi **Rom 7:6**). Rich Lusk asigura avuga ati, "Ugukebwa, nta nkeka, si co cari ikibazo conyene, ariko ni co cari ikimenyetso hejuru y'ibindi vyose kandi kigaragara mw'idini y'Abayuda. . . . Ugukebwa ni co caja imbere y'ibindi vyose kuko cari ikimenyetso c'uko umuntu yinjijwe mu bwigishwa bwa Mose. . . . Pawulo ntashaka yuko abakristo b'I Galatiya bemera ugukebwa kuko kwemera ukwo gukebwa vyaca bihakana cane igikorwa ca Kristo. Biciye mu rupfu rwiwe n'ukuzuka kwiwe, Kristo yasenyuye ivyagezwe, n'inzitizi zavyo zabuza ko Imana igaragara (mwibaze ku bihuzu vyakingira mu ngoro) hamwe n'inzitizi zari hagati y'imana n'abantu (mwiyumvire ku ngazi babanza gucako kugira ngo umuntu atebe ashike mu ngoro). Kubandanya akeba abantu nk'ikimenyetso c'uko umuntu yinjijwe mw'isezerano vyosigura yuko ko asubije abantu mu vyo bari babohotseko canke ko igikorwa ca Kristo gifise agahaze, kidakwiye, kidahagije. Ni co gituma, ugukebwa kutari kukigirwa, kutari kukiri ngombwa. Yesu yari yaruguruye urugi rwinjiza mw'Isezerano ryuzuye Abanyamahanga, nk'ukw'amasezerano ya Kera yabivuga (Ita 12:1ff, n'ibindi.). . . . Ku bakwirikira idini ry'Abayuda, kuba munsi y'Ivyagezwe Torah = kuba munsi y'ubuntu. Ariko kuri Pawulo, umuzingi w'Ivyagezwe si ukubana n'ubuntu bw'Imana. Muri Kristo, ubuntu nab wo nyene burahari kuri abo *bataganzwa* n'Ivyagezwe." (Lusk 2003: n.p.)

Ku rundi ruhande na rwo, igihe Pawulo yaja mu rugendo rwo kuvuga ubutumwa rwa kabiri, yari aherekejwe na Timoteyo, umuhungu yavyawe n'Umuyudakazi se na we akaba Umugiriki (**Ivyak 16:1**). Muri ico gihe, *"Pawulo agomba ko bajana, aramwabira, aramukeba, kubw'Abayuda bo muri izo ntara, kuko bose bari bazi ko se yari Umugiriki"* (**Ivyak 16:3**). Pawulo vyashoboka ko yokwagirizwa ko adakorera bimwe bose mu kutemerera Tito ko akebwa ariko yarakevye Timoteyo. "Ariko turabiye mu vyiyumviro vya Pawulo, ivyo bikorwa vyose yakoze vyari bifise amahame yavyo akomeye. Yaranse ko Tito akebwa hashingiwe ku Bukristo aho ugukebwa kwari kwemeza yuko na Tito (na Pawulo, ubwiwe) yemeza yuko umuntu ategerezwa kuba umuyuda mu vy'ukuri kugira ngo yakire Mesiya w'Umuyuda—kandi ivyo vyari gushira mu kaga ukwikwiza kwa Kristo. Dufatiye kw'isinagogi y'Abayuda, yamara, aho Pawulo yariko arageragеza gukwegera abantu kuri Kristo kandi nta n'umwe yariko arasoma ibisabwa n'idini rukristo, ugukebwa kwa Timoteyo vyari bigize ubugombe bwo 'ku badakomeye mbaye nk'udakomeye, kugira ngo ndonke abadakomeye' (1 Kor 9:22)." (Carson na Moo 2005: 468n.31)

Ico kibazo kirakomeye kugeza yaho ku **murongo wa 4** Pawulo yita abakurikira idini y'Abayuda "abiyita bene Data," vyerekana yuko inyigish zabo zibashira hanze y'ukwizera. Ivyo bigaragarira mu **murongo wa 4** aho yongerako yuko "banyegetejwe" (canke "baratwiniranye") rikaba ari ryo jambo "rikoreshwa ku gihemu gishaka kwerekana ko kiri kumwe n'uwo murwi kugira ngo batate uwo murwi bawuce intege" (Ngewa 2006: 1417). Ikibazo cari *"ukuri kw'ubutumwa bwiza"* (**umurongo wa 5**). Pawulo ariko aravuga yuko umwidegemvyo canke ubwigenge ukomoka mu kuri kandi ushingiye ku kuri. Nubwo ugukebwa canke ivyagezwe vy'Abayuda bidashobora kuba ari vyo bibazo duhanganye uyu munsi, twebwe nk'abantu n'amashengero twese tugrageza kurema amategeko yacu twishiriyeho adusaba ivyo dukora n'ivyo twirinda gukora. Igihe dukwirikiye ayo mategeko yashinzwe n'abana b'abantu tuca twibaza yuko tugomba kwunguka ikiganza ciza c'Imana. Ukwo n'ukuganzwa n'abategeko. Kuganzwa n'amategeko bigizwe n'amakosa abiri agwanya ubutumwa bwiza yuko ugukebwa kuvugwa n'abakurikira idini ry'Abayuda kugizwe n'ibi bikurikira: (1) Hongerako ibisabwa ku gakiza kandi hakerekana umunywanyi w'ukuri w'ikibano c'isezerano rya Kristo birengeye ivyo Kristo yadukoreye; kandi (2) batandukanya umubiri wa Kristo. Amajambo ya Pawulo yategerezwa kuba ukugabisha gukomeye ku biyita Abakristo kugira ngo birinde amategeko nk'ayo. Kubera umwidegemvyo canke ukwikukira kuzanwa kandi gukomoka ku kuri, ukuba imbohe n'inyagano vy'amategeko yashinzwe n'abana b'abantu bisigura yuko ishengero rija ryaravuye mu kuri kw'ubutumwa bwiza.

Ikibazo c'ubutumwa bwiza bunyuranijwe n'imigenzo burafise vyongeye ingaruka zijanye n'ingeso zacu. Pawulo avuga ku vyerekeranye n'*"ukwidegemvya kwacu dufise muri Kristo Yesu,"* (**umurongo wa 4**) mu

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

buryo bunyuranye "n'ubuja" buba mu gihe "tuganzwa canke turi munsi y'ivyagezwe" (raba **Gal 2:4; 3:10, 23; 4:21-26; 5:3, 18;** raba kandi **Rom 7:6**). Abantu benshi biyumvira yuko ubutumwa bw'umwidegemvyo muri Kristo buduha uburenganzira bwo kwikorera ivyo tugomba vyose. Ivyo si uko biri na gato. Umwidegemvyo wacu nk'Abakristo si uwo kwigungirako canke kwikumakumirako canke kwirabishako uvuga ngo "Kora ivyo ugomba vyose" ariko ni umwidegemvyo *"muri Kristo Yesu."* Ni ikintu kimeze nk'abubakanye bakundana: igihe umuntu yubatse, arongoye canke arongowe, ntaba agishobora gukora ivyo yishakiye vyose n'uwo yishakiye igihe cose abishakiye. Yamaa akumva yoheba umwidegemvyo wiwe yahora afise wo kwikorera ivyo agomba vyose kugira ngo aronke umwidegemvyo urengeye uwo yahora afise, amahoro, umutekano, n'urukundo bizanwa n'ukwubaka, ukurongora canke ukurongorwa. Kristo ni umukwe wacu (**Mat 9:14-15; Mariko 2:18-20; Luka 5:33-35; Yohana 2:9; 3:29; 2 Kor 11:2; Ef 5:25-27; Ivyah 19:7; 21:2; 22:17**) kandi turi umugeni wiwe n'umugore (**2 Kor 11:2; Ef 5:25-27; Ivyah 19:7-8; 21:2, 9-10**). Kubw'ivyo, nk'Abakristo na twe dukwirikiza *"Ivyagezwe vya Kristo"* (**1 Kor 9:21; Gal 6:2**).[9] Akarorero kamwe k'ivyo ni ukutonona amahera yacu tuyikumakumirako hamwe no mu biduhimbara ariko ahubwo ni *"ukwibuka aboro"* (**Gal 2:10**). Mu b'i **Galatia 5-6** avuga mw'ido n'ido mu buryo bw'ivyemerwa dutegerezwa gukurikira nk'umugeni wa Kristo.

Kuba muri kristo Yesu bisigura yuko ubu dufise *umutima wiwe* (**Ezek 36:26**), *ivyiyumviro vyiwe* (**1 Kor 2:16**), *Mpwemu yiwe* (**Ezek 36:27; Yohana 14:16-20; 2 Kor 3:3**), kandi ivyagezwe vyiwe vyanditswe mu mitima yacu (**Yer 31:33; Rom 8:2; 1 Kor 9:21; Gal 6:2**). Uko twumvira kandi tugakurikira Umwami inyifato yacu n'ivyo dushira imbere bica bihinduka. Ni co gituma rero muri Kristo Yesu dushobora *gukora* ivyo tugomba vyose—Kuko nk'uko Umwami akorera muri twebwe kugira ngo aduhindure mw'ishusho ya Kristo (**Rom 8:29**), tuzoca dutangura kwiyumvira, kuvuga, no gukora kurushiriza nka Kristo ubwiwe kandi ntituzoba tugishitsa ivyipfuzo vy'akameremere k'umubiri (raba **Rom 8:1-14; Gal 5:17**), kuko iyo turi muri Kristo Yesu, *"ni Imana iba iriko irakorera muri twebwe, ikaduha gukunda no gukora ibiyihimbara"* (**Flp 2:13**). Mu yandi majambo, duca dutangura kwiyumvira, kuvuga, no gukora ibijanye n'akameremere kacu k'ukuri—ico Imana yaturemeye. Ku rundi ruhande, igihe Abakristo bakoze mu buryo butari bwo *si* ikimenyetso c'umwidegemvyo wabo muri Kristo Yesu yamara ni ikimenyetso c'uko *batumviye* Kristo.

- **<u>Imirongo 6-10:</u>** ***[6] Ariko abashimwa ko ari bakuru (uko bari bameze ubwa mbere simbibabaye, kubwanje vyose ni bimwe Imana ntirobanura abantu ku cubahiro) abo bashimwa nta co banyongerereje. [7] Ariko babonye yuko najejwe ubutumwa bwo kwigisha abatakebwe, nkuko Petero yajejwe ubwo kwigisha abakebwe. [8] (Kukw iyashoboje Petero gutumwa ku bakebwe, ari yo yanshoboje na nje gutumwa ku banyamahanga.) [9] Kandi bamaze kumenya ubuntu nahawe, Yakobo, na Kefa na Yohana, abashimwa ko ari inkingi, badukora mu minwe, twe na Barunaba, ngo dufatanye na bo, ngo twebwe tuje ku banyamahanga, na bo baje ku bakebwe. [10] Ariko ico bagomvye gusa ni uko twibuka aboro, ari co nyene nanje nari nsanzwe mfitiye umwete.***

Ku **murongo wa 2** Pawulo avuga yuko yagiye kubonana na Yakobo, na Petero, na Yohana kandi *"mbashira imbere ubutumwa navuze mu Banyamahanga twihererereye, ngo sinirukire ubusa, canke simbe narirukiye ubusa."* Yari arajwe ishinga n'ingene abarongozi b'ishengero bari bazwi bazokwakira ubutumwa bw'ubuntu yariko arigisha, cane cane kubera bwahindura umutima w'idini ry'Abayuda ry'imigenzo n'ugukumira abandi. Inyishu tuyisanga mu **mirongo ya 6-9**: Pawulo yaremewe; Tito uwutakebwe aremerwa; kandi nta n'uwagerageje guhindura ubutumwa Pawulo yariko arigisha. Kanatsinda, Yakobo, Petero, na Yohana bose baremeye ko Pawulo na we nyene yaronse, yagiriwe ubuntu nk'ubwo na bo baronse, bagiriwe kandi ko yariko arigisha ubwo butumwa nyene na bo nyene baronse kandi bariko barigisha. Nubwo abo Pawulo yariko arigisha bari Abanyamahanga kandi abo Petero na we yariko arigisha bari Abayuda, Petero ntiyariko arigisha yuko inyuma y'ukwakira Yesu Kristo nk'Umwami wabo n'Umukiza wabo Abayuda ko bategerezwa ubwabo gukurikiza ivyagezwe vy'Abayuda. Ikindi, mu guha Pawulo na Barunaba "badukora mu minwe twe na Barunaba, ng dufatanye na bo," abarongozi b'i Yerusalemu bari bemeje yuko ukuba intumwa kwa Pawulo kwari ku murongo umwe n'urugero rumwe rw'ububasha nk'urwabo. Dutegerezwa kumenya yuko umurongo wa **6** ari ingaruka y'umurongo wa **3**: nkuko ikimenyetso co ku mubiri c'ugukebwa kiterekana urubibe rw'abantu b'Imana canke ngo gihe umuntu "kuba uwuruta abandi" imbere y'Imana, ni na ko ukwemerwa kw'imbere mu mutima umuntu ashobora kuba afise ata co kuvuze ku Mana. Imana ntirobanura abantu ku cubahiro ku bantu b'ubwoko butandukanye (**Gus 10:17; Ivyak 10:34; Rom 2:11**). Ahubwo, *"ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki,*

[9] Ibivugwa bigaragara ku "vyagezwe vya Kristo" tuzobivugako mw'ido n'ido twiyaguye aho hepfo tugeze kuri **Gal 6:1-5** aho iryo jambo "ivyagezwe na Kristo" rikoreshwa.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ntihashobora kuba umugurano canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore, kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu" (**Gal 3:28**; raba kandi **Kol 3:11**).

Uwo mubonano wo mu kanywababo wagize ingaruka zikomeye cane kw'ishengero. Uwo mubonano wemeje ko hariho ubutumwa bumwe gusa, kandi ukuri kw'ubutumwa ntiguhinduka. Harashobora kubaho uburyo butandukanye n'ugushimika gutandukanye mu kuvuga n'ugushikiriza ubutumwa ku bantu batandukanye, kandi ko ibintu bimwe bimwe bitegerezwa guhebwa ku bantu cane cane ku vyerekeranye n'imitegekere (uburorero, Pawulo yarakevye Timoteyo mu **Ivyak 16:3** kandi n'ukwemera ab'"intege nke" muri **Rom 14:1-15:1** na **1 Kor 8:1-13**). Ariko nta na rimwe hashobora kugira igihebwa ku bintu vy'amahame hamwe no ku kuri kw'ubutumwa bwiza ubwabwo.

Ico bari bashingiyeko ku **murongo wa 10** co "kwibuka aboro" ni uko Pawulo yari agiye mu Banyamahanga aho Petero, Yakobo, na Yohana ahanini na bo bariko barakorera Abayuda, bariko baravuga ubutumwa mu Bayuda. Abanyamahanga ni bo bari bafise amahera menshi. Mwibuke intererano yatororokanijwe muri Antiyokiya yajanywe gutabara abizera b'aboro baba i Yudaya (raba **Ivyak 11:29-30**). Yakobo, Petero, na Yohana ahanini bariko baravuga bati, "igihe uzoba uriko uragendagenda mu bwami bw'abami bw'Abaroma maze ukabwira ubutumwa bwiza banyamahanga bakomeye kandi batunze, ntuze wibagire aboro b'i Yudaya."

Isezerano rya Kera co kimwe n'Isezerano Risha biguma bigaruka ku kamaro ko kwitwararika aboro (uburorero, **kuv 22:22; 23:6, 11; Gus 10:18; 14:28-29; 15:9; Zab 12:5; 74:21; 140:12; Imig 14:21, 31; 22:9; 28:27; 31:9; Yes 3:14-15; 58:6-7; 61:1; Yer 22:3; Ezek 16:49; Amosi 2:6-7; Zek 7:10; Mat 19:21; Luka 4:18; 12:33; 14:13; 18:22; Ivyak 10:4; Rom 12:20; Gal 2:10; 1 Tim 5:3; Yak 1:27; 2:2-6; 1 Yohana 3:17-18**). Kwitaho abakene n'aboro niikintu kimwe gikomeye mu ngaruka mu kibano z'ubutumwa bwiza. Mu vyo yashikirije ku b'i *Galatia,* Martin Luther avuga ku kamaro ko kwitwararika aboro: "Inyuma y'ukuvuga ubutumwa, ivyo umupasitori w'ukuri kandi w'ukwizigirwa yavuze ni ukwibuka no kumenya aboro. . . . Kuko isi n'umwansi barahama ishengero, maze bagatuma benshi baba aboro. . . . Mu buryo bunyuranye, idini ryigisha ibinyoma hamwe n'ukwandura ni vyo bigwiriye ni vyo vyeze maze bakigisha ubutunzi n'ukumererwa neza. Aho umupasitori w'ukuri kandi w'umwizigirwa ategerezwa kwitwararika aboro: kandi uwo mwitwarariko Pawulo ngaha avuga ko ari wo yakorana ishaka." (Luther 1979: 55)

- **2:11-21—**Ukuri kw'ubutumwa bwiza kurengeye akamaro k'umuntu hamwe n'umwandu wiwe bwite:

    - **2:11-14—**Pawulo aca ashira ahabona uburyarya bwa Petero ku bijanye n'ukugene afata abizera b'Abanyamahanga.

    [11] Ariko kefa aje muri Antiyokiya, namuharirije imbona nkubone, kuko yari n'ibimutsindishije. [12] Kukw abavuye kwa Yakobo batarashikayo yasangira n'abanyamahanga; ariko bashitseyo, ariyonjorora, arabanena, kukw atinye abo mu bakebwe. [13] Kandi n'abandi Bayuda bahumbana na we, bitayeko na Barunaba atwarwa n'ubwo buhumvyi bwabo. [14] Ariko mbonye badaca mu nzira igororotse, nk'uko ukuri kw'ubutumwa bwiza kuri, mbaririra Kefa imbere ya bose, nti "ko wewe witondera ingeso z'Abanyamahanga, zitari iz'Abayuda, kandi uri Umuyuda, ugobera ute Abanyamahanga kuba nk'Abayuda?"

Iyi mirongo itwereka yuko ikibazo gihanze ishengero kirengeye ukwongereza ibisabwa ku kwizera Kristo (nk'ugukebwa canke ukwimatanya n'ivyagezwe vya Mose). Iyi mirongo itwereka yuko ubutumwa bugira ingaruka mu bice vyose bigize ubuzima bwacu, harimwo n'abo dusangira. Ivyashitse ku **mirongo ya 11-14** vyabaye inyuma y'ihamwa ry'ishengero ryakozwe n'abakuru b'Abayuda I Yerusalemu n'ahandi henshi (raba **Ivyak 4:1-21; 5:17-40; 6:8-8:4; 9:1-2; 11:19; 12:1-5; 13:44-45; 14:1-2**). Dufatiye kuri ivyo, birashoboka ko icatumye Yakobo, n'abantu yatumye, na Petero vyari ibintu vyiza, mu yandi majambo, kwiyonjorora mu gusangira n'Abanyamahanga bishobora kuba vyakozwe kugira ngo bakingire Abakristo b'Abayuda babarwanya kandi babakingire n'uguhamwa bahamwa n'Abayuda batari bwakizwe bibaza yuko Abayuda n'Abanyamahanga bategerezwa kuguma batandukanye, ata na hamwe bahuriye. Mu gukora gurtyo, Abakristo b'Abayuda bari gushobora kubwira abatizera b'Abayuda hamwe n'abategetsi b'Abayuda bati, "Raba, turacakwirikiza imigenzo yacu ya kera y'Abayuda nubwo twizera Yesu nka Mesiya wacu."

Yamara, Pawulo we yabonye yuko, atarinze kuraba icabibateye, icabateye gukora gurtyo, ibikorwa n'ivyamwa, ingaruka z'ivyo Petero n'abandi bariko barakora vyateye icumu mu mutima w'ubutumwa bwiza ubwabwo. Mu **Ivyak 10** Petero yari yareretswe ko Imana itarobanura abantu ku butonyi hagati y'Abayuda n'Abanyamahanga. Na we nyene aravyivugira akabishingira intahe mu **Ivyak 11** mu Bayuda bari bamurwanije

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

kuko yasangiye n'Abanyamahanga batakebwe. Igihe Petero yahura na Pawulo i Yerusalemu, yaremezanije n'inyigisho za Pawulo (**Gal 2:1-10**). Ubu, yamara, Petero ariko arahakanisha ubwo butumwa nyene yari yarigishije mu buryo yariko arabaho. Ibikorwa vy'inyuma ku mubiri vya Petero ntivyasa n'ivyo yemera imbere mu mutima wiwe. Kubw'ivyo, Pawulo adacishije iruhande yamwise "indyadya." Kubera iki kintu kitari ibanga hagati ya Petero n'abandi bantu b'Abanyamahanga ariko cari ikintu kizozanga ingaruka zikomeye kw'ishengero ryose kandi n'ukugene ubutumwa bwiza ari bwo bwari bugeramiwe, Pawulo ntiyagiye kwa Petero mu mpisho (nkuko tubibona muri **Mat 18:15-16**) ariko yamuhangariye aho nyene mu *maso ya bose* (raba **Ef 5:11; 1 Tim 5:20**).

Petero yariko arakora mu buryo bwo gukumira abandi kandi mu buryo bw'ubwoko binyuranije n'ubutumwa bwiza. Ni co catumye Pawulo atarwanya Petero afatiye ku kugene Petero yariko arakora mu buryo bw'amoko canke bw'ugukegera abatari Abayuda canke mu buryo bw'inzigo canke mu buryo bwo kubabaza, nubwo yariko arakora muri izo nzira zose, ntiyabikora ibigirankana. Ahubwo, icatumye Pawulo amurwanya, yinjiye mu mutima w'ikibazo nyamukuru catuma akora artyo, mu yandi majambo, ni uko Petero atariko *"araca mu nzira igororotse, nk'uko ukuri kw'ubutumwa bwiza kuri buvuga"* (**umurongo wa 14**). Bibiliya yindi isigura uyu murongo muri ubu buryo *"mbonye atari <u>mu murongo</u> ujanye n'ukuri kw'ubutumwa bwiza."* Petero yahakanye Ubutumwa bwiza mu gukumira Abanyamahanga ngo ntibagire uruhara rwuzuye n'ukungana mu buzima bw'ishengero. Vyongeye yariko arankira Abanyamahanga ukwemerwa kwuzuye *mu buzima bwo mu mpisho* (mu yandi majambo, abo basangira) kubera yuko bari Abanyamahanga. Mu buryo bugaragara, nubwo yari abizi neza, Petero yariko aratuma ubutumwa bwiza buba "ubw'Abayuda gusa." Ibi na vyo binyuranije n'ukugene agakiza kari kameze muri kahise kose kandi n'uguhindura ukubika Isezerano Risha ukongera kuzana Isezerano rya Kera. Rich Lusk avuga ati, "kubera imigenzo y'amabwirizwa y'Isezerano rya Kera vyari ivyagezwe vy'ukuba inyagano, no kuba mu gihugu nk'impunzi hamwe n'ugukumirwa aho kuba ivyagezwe vyo gushikirana n'urukundo, ivyagezwe vy'isezerano aho kuba ivyagezwe vy'ugushitswa, kugira abanyamahanganga bari bakijijwe babanze baje munsi y'ivyo vyagezwe kwari ugusubira inyuma bihagije nk'uko no ku Bayuda kuguma munsi y'ivyagezwe vya Kera kwari ukuguma mu Gihe ca Kera, mu vyari vyarataye igihe. . . . Itandukaniro nyamukuru [hagati ya Pawulo n'abakurikira idini ry'Abayuda] kwari uko Pawulo yatahuye ibihe vy'iherezo abirabiye muri Kristo mu buryo bunyuranye n'ubwo abakurikira idini ry'Abayuda bashaka kwishikanira ukubandanya ugukurikiza ivyagezwe. Pawulo yari gushobora kuvuga, kandi abamurwanya b'Abayuda ntibashobora kuvuga yuko isezerano rya nyuma ry'ibihe vy'iherezo ryaja ryarashitse muri kahise, bikaba vyuguruye amarembo y'imigisha y'isezerano, atari ku bakomotse mu rura rwa Aburahamu gusa, ariko ku bakomotse mu rura rwa Adamu bose. Ikibazo nyamukuru I Galatiya cari ic'uko Abayuda batashaka ko hari uwundi muntu akizwa shiti abanje kumera nkabo, canke ugukumira abandi, bikaba vyari bishinze imizi mu kirangamisi ca kahise k'ugucungura kw'Imana. Isirayeli yahindukiriye Ivyagezwe, ari vyo vyategerezwa kuba inzira y'iherezo ry'ukuza kwa Kristo (raba Rom. 10:4), bakabihindura mw'iherezo ubwaryo, kandi kubw'ivyo bwari ubundi buryo bwo gusenga ibigirwamana (Gal. 4:8-9; raba Rom. 2:22)." (Lusk 2003: kitashizwe ahabona)

Iki gisomwa, n'iki kibazo, ni ikintu gikomeye cane kw'ishengero rya kino gihe. Ikibazo dufise uyu munsi kirashobora kutaba abo dusangira. Ikibazo gisa n'ico gishobora kwaduka igihe cose ishengero iryo ari ryo ryose canke abantu b'Abakristo ku giti cabo banse kwifatanya n'abandi bakabaca mu mashengero yabo, bakanka ko baja mu burongozi, ntibashake ko babana mw'ishengero canke ko bangana muri vyose kubera amoko, canke ukutangana mu butunzi canke ibindi bituma vyose bishobora kubaho. Iyo yari ingorane ikomeye cane atari i Galatiya gusa ariko no mw'ishengero rya mbere ry'i Yerusalemu (raba **Ivyak 6:1; Yak 2:1-13**); bibandanya kuba ikibazo gikomeye mw'ishengero ryo mw'isi yose muri kino gihe. Ibi vyongeye bigaragarira mu kutavuga rumwe no mu kudacanana uwaka amadini amwe agiranira. Ni vyo, uyu munsi twiyumvira yuko inyigisho zacu ari zo nziza kurusha iz'abandi kandi ko ko abatemeranya na twe bazimiye. Mbere naho twebwe ari twe twoba turi mu kuri mu nyigisho zacu, uko twoba turi mu kuri kwose nk'uko Petero yari mu kuri: ico yizera imbere mu mutima iwe ku vyerekeranye n'ukuba umwe, ubumwe b'Abayuda n'Abanyamahanga muri Kristo kwari ukuri, ariko kubera yuko atagaragaje ivyo yizera imbere mu mutima ngo abishire mu bikorwa kugira ngo yereke Abanyamahanga ko bafatwa kumwe n'Abayuda, Petero yari indyadya kuko *"ntiyaca mu nzira igororotse, nk'uko ukuri kw'ubutumwa bwiza kuri."* Ahubwo mbere yari yahinduye umurage wiwe w'Abayuda n'imigenzo abihindura ikigirwamana. Ibi birakomeye cane. Ubutumwa bwiza ni *ukuri*, kandi ukuri gutegerezwa kugira ingaruka z'ukugene tubaho co kimwe n'ivyo twizera. Hamwe amashengero n' (abantu ku giti cabo) batisuzumye maze ngo bahindure imikorere yabo ngo bayigarukane mu murongo w'ivyo ubtumwa bwiza buvuga, urubanza rw'Imana ku munsi w'amateka ruzoshobora kuba yuko tutabaye abizera b'abizigirwa canke amashengero na gatoya ariko mu vy'ukuri ko ataco twavuyemwo ndetse ukuba indyadya n'abasenga ibigirwamana.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

- **2:15-21—**Mbere Abayuda batsindanishirizwa n'ukwizera, ntibatsindanishirizwa n'ivyagezwe.

> ***15 "Twebwe mu kameremere kacu turi Abayuda, ntituri abanyavyaha bo mu banyamahanga; 16 Ariko tuzi yuko umuntu adatsindanishirizwa n'ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe, ariko atsindanishirizwa no kwizera Yesu Kristo. Na twe twizeye Kristo Yesu, ngo kwizera Kristo abe ari kwo kudutsindanishiriza, atari ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe, kuko ata muntu atsindanishirizwa n'ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe. 17 Ariko namba twabonetse ko turi abanyavyaha, hamwe twarondera gutsindanishirizwa no kuba muri Kristo, mbega Kristo ni umukozi agabura icaha? Eka na mba! 18 Nokwongera kwubaka ivyo nasambuye noba niseruye ko ndi umuntu acumura. 19 Ivyagezwe vyanteye gupfa ku vyagezwe, ngo mbeho ku Mana. 20 Nabambanywe na Kristo, ariko ndiho, yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe. Ivyo nkora vyose nkiriho mu mubiri mbikoreshwa no kwizera Umwana w'Imana yankunze, akanyigura. 21 Simpindura ubusa ubuntu bw'Imana, kuko asangwa ukugororoka kuzanwa n'ivyagezwe, Kristo azoba yapfiriye ubusa."***

Iyi mirongo yerekana ibituma Pawulo yari akaze mu guhangara Petero. Iyi mirongo iriko iratubarira n'imiburiburi ibintu bitatu. Ubwa mbere, gusubira mu Vyagezwe vya Mose bamaze kwakira Kristo nk'Umukiza n'Umwami bisa n'ukuvuga yuko Kristo yadukwegeye mu *caha* kubera yuko *twahagaritse* kwumvira Ivyagezwe vya Mose igihe twahindukirira Kristo. Yamara, ivyo ntibishoboka kubera yuko Kristo ata caha yakoze, ata caha agira: ntiyigeze ubwiwe acumura kandi nta n'uwo akwegera mu bicumuro (raba **2 Kor 5:21; 1 Pet 2:21-24; Heb 4:15**). Ico akora conyene ni ugushitsa Ivyagezwe mu buryo bwose (raba **Mat 5:17-20**) kugira ngo acungure abari munsi y'umuvumo w'Ivyagezwe (**Gal 3:13; 4:4-5**). NI co gituma, uwo ari we wese asubira mu Vyagezwe amaze kwakira Yesu Kristo bisigura yuko adatahura ico Kristo yashikije ku musaraba kandi ko adatahura ubutumwa bwiza.

Ubwa kabiri, kubera Kristo yikoreye ivyaha vyanje ku musaraba, mu buryo kanaka *"Nabambanywe na Kristo"* (**Gal 2:20**). Kubw'ivyo, biciye muri Kristo *"napfuye ku Vyagezwe"* (**Gal 2:19**). Nk'ingaruka, Ivyagezwe ntaco bivuga ku bizera Kristo (raba **Rom 7:1-6**). Yamara, **Gal 2:19** herekana yuko *"nimba nubaka ivyo nasambuye mba niyerekanye ko ndi umunyavyaha."* Mu yandi majambo, mu mvugo y'agahemo ingaruka y'ukugaruka ku Vyagezwe inyuma y'ukwakira Kristo ni uko nacitse umunyavyaha canke umunyabicumuro.

Ubwa gatatu, ico Pawulo ariko aravuga ngaha no mu b'I Galatiya ahanini yerekana itandukaniro riri hagati y'Ubukristo n'ayandi madini yose mw'isi yose. Mu buryo bugaragara muri Bibiliya "Ivyagezwe" hamwe "n'ibikorwa vy'Ivyagezwe" bifatiye ku Vyagezwe vyahawe Isirayeli biciye muri Mose (mu yandi majambo, Ivyagezwe vya Mose). Yamara, amahame Pawulo ariko aravugako akoreshwa ku yandi madini yose. Impamvu ni uko ayandi madini yose mw'isi yose asaba abantu kwicungura mu gukwirikiza ivyagezwe vyinshi vyashinzwe n'abantu, amategeko, hamwe n'ivyabujijwe, n'ivyashinzwe. Mu yandi majambo, nubwo amabwirizwa n'ivyagezwe kanaka abantu bategerezwa gukurikiza si Ivyagezwe vya Mose, ariko kandi bategerezwa gukora "ibikorwa vy'Ivyagezwe," mu yandi majambo, bashinga agakiza kabo ku nguvu zabo no ku bwigoro bwabo bwite (bakumvira amategeko n'ivyagezwe hamwe n'ivyihanikirijwe, gukora ibikorwa vyiza bihagije, gutanga ibimazi bihagije, kwiyima ibintu vyinshi bihagije). Ni co gituma, ayandi madini yose yo mw'isi ndetse ubutumwa bwiza bw'Abakristo ni amadini y'"agakiza umuntu yironkera, kwikiza" bafatiye ku vyagezwe n'ibikorwa, atari agakiza kabonwa ku buntu bwonyene biciye mu kwizera kwonyene ivyo Kristo yadukoreye. Izo ntonde zose z'"ukwikiza" nta co zimaze n'imiburiburi kubera impamvu zitanu:

- Ubwa mbere, kubera Imana ubwayo ari iyera kandi itagira agasembwa, ivyo na vyo ni vyo Imana idusaba (**Mat 5:48**). Yamara, "iyo umuntu acumuye, ntaba agishobora kuba uwama atagira agasembwa" (Sproul 2002: 94; raba kandi ico gitabu nyene: 53).
- Ubwa kabiri, mbere n'ibikorwa vyacu vyiza biba biriko agasembwa k'icaha kandi tubikora dufise ico duhekeyeko, tubikora turimwo udutima tubiri. Kanatsinda, nimba turiko turakora ibikorwa vyiza kugira ngo twikize igihano c'Imana n'ukutererwa mu muriro, ivyo vyonyene bituma ibikorwa vyacu vyiza bitaba *bikibaye* "vyiza." Igituma ni uko iyo ivyo duhekeyeko ari uguhunga umuriro tukawuhunga mu "gukora ibikorwa vyiza," ivyo bikorwa vyiza, dufatiye ku ndangurakintu, birigungirako, kandi vyirabishako, akarorero, igihe dufashije aboro, tuba mu vy'ukuri turiko turifasha *ubwacu* kugira ngo ntituzoje mu muriro. Ni co gituma, nta bikorwa vyiza na bimwe twokora, kuko ivyo bikorwa vyiza ubwavyo bifise irabaga ry'ivyaha, bidashobora guhongera ibindi vyaha.
- Ubugira gatatu, nta n'umwe yakoze ibikorwa vyiza "bihagije" canke yatanze ibimazi bihagije kugira ngo ashimishe Imana. Timothy Keller avuga ati, "Ibisabwa kwumvirwa n'ivy'impwemu vy'amadini yose

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ntibishobora gushikirwa kuko biri hejuru cane, kandi Abafarisayo [ni ukuvuga, abo bose bagerageza kwikiza bacishije mu gukora ibikorwa vyiza hamwe no kwumvira amategeko y'idini] baraza neza mu mitima yabo ko badashobora kubishobora. Ntibasenga kenshi uko babisabwa. Ntibakunda kandi ntibakorera ababanyi babo uko bihagije. Ntibarinda ivyiyumviro vyabo vyo mu mitima ngo bibe ivyera." (Keller 2008: 178)

- Ubugira kane, nta gitigiri c'ibikorwa vyiza gishobora guhindura akameremere k'icaha n'umutima wamogoreye gukora ivyaha. Ivyagezwe, amategeko, n'ivyihanikirijwe bibwira abantu gusa ico bakwiriye gukora, ariko ntibihindura imitima y'abantu canke ngo bihe abantu ububasha canke ukwipfuza gukora ivyo bategerezwa gukora. Gukora ibikorwa vyiza ntiguhindura abantu bamogoreye gukora ibibi, ntibihindura abantu b'abanyavyaha ngo bacike abagororotsi, canke ngo babe abantu batagira icaha mu mutima; baguma ari abanyavyaha. Hamwe Imana yokwemerera abantu b'abanyavyaha kwinjira mw'ijuru no kuba mw'isi nsha aho abantu bazoba ibihe bidashira (**Ivyah 21-22**), ijuru n'isi nsha vyoca biba ibizoba vyanduye ibihe bidashira. Imana ntiyoshobora kuba aho hantu kubera yuko "icaha kidashobora kwegera Imana, kandi Imana ntishobora kwihanganira icaha" (Stott 1986: 106). Kanatsinda, kubera isi yanduye kandi yamogoreye gukora ivyaha, ijuru ryoca rihinduka mu muriro.
- Ubugira gatanu, icaha kirwanya Imana kubera yuko ivyagezwe vy'Imana bikomoka kuri yo kandi ni ukugaragaza kamere kayo kera; ni co gituma, gucumura mu kurenga ivyagezwe vyayoni ukumuyimurako ubwayo, hamwe n'ukuyibabaza uybwayo. Gucumura ku bandi bantu ni ugucumura ku Mana kubera yuko abantu baremwe mw'ishusho y'Imana (**Ita 1:26-27; 9:6; Yak 3:9-10**). Icaha gitesha agaciro Imana kandi conona ishusho y'Imana kandi kubw'ivyo bikagaragaza ico umunyavyaha kuvy'ukuri yiyumvira ku Mana ubwayo. Ivyo bisa n'igihe umuntu akoreye ikosa, uwundi muntu; uwo mugizi wa nabi ntaba agiriye nabi uwo muntu gusa ariko ahubwo aba arenze ivyagezwe ubwa mbere na mbere vy'igihugu. Kubw'ivyo, ni reta yitwarira uwarenze itegeko, ariko si uwo wakoreye ikosa. Icaha kimeze nko guterera urubuye mu mazi, urwo rubuye ruca rutuma habayo udupfunda duto duto duhera aho iryo buye riguye tugakwira hose muri ayo mazi. Muri ubwo buryo nyene icaha conona kandi kigahindura umunyavyaha, kikonona kandi kigahindura n'abandi bantu, hamwe n'isi yose mu buryo kumbure na nyene gukora ico caha atamenya. Ni co gituma, "ibikorwa vyiza" ivyo ari vyo vyose canke ibindi bintu tugerageza gukora kugira ngo duhongere ivyaha vyacu maze ngo twironkere agakiza kacu, dufatiye ku kamere kavyo, ni *ivyimfatakibaza kandi ntibibuze agasembwa*. Ntibihindura umunyavyaha ngo ahinduke umuntu mwiza, umuntu yera kandi ntibishobora gukuraho ingaruka z'icaha cononye *mu buryo ntasubirwamwo* umutima w'umunyavyaha kandi vyagize ingaruka ku bandi bantu no kw'isi yose.

Imana ntigira iherezo: ihora yera ibihe vyose; n'inyarukundo ibihe vyose; ni nziza igira neza ibihe vyose. Ni co gituma uruhara dufise kuri yo ari urwo kuyikundisha imitimayacu yose, n'ubwenge bwacu bwose n'inkomezi zacu zose, ntibigira iherezo (**Gus 6:5; Mat 22:37; Mariko 12:30; Luka 10:27**), kandi icaha twacumuye ku Mana na co nyene ni icaha kidahera. Mu nca make, nta caha gihera ku Mana ibaho ibihe bidashira. Kubw'ivyo, nta bikorwa bihera, vy'imfatakibanza, kandi bifise agasembwa vyacu twokwiyumvira ko vyohongera uguhoraho kw'ivyaha vyacu. Nk'uko John Stott aheraheza abivuga, "nimba twoharirwa ibihe vyose, dutegerezwa kuriha umwenda duheranye [raba Anslem 1903: I:11]. Yamara naho vyogenda gute ntidushobora kuwuriha, haba kubwacu canke kubw'abandi bantu. Ukwumvira kwacu kw'iki gihe n'ibikorwa vyiza ntibishobora gutunganya ivyaha vyacu, kubera yuko ivyo bikorwa tubisabwa ivyo ari vyo vyose. Ni co gituma tudashobora kwikiza." (Stott 1986: 119)

Ku rundi ruhande na rwo, **Rom 5:6** havuga ko, *"Kristo yapfiriye abatubaha Imana."* Ni co gituma **umurongo wa 17** uvuga yuko, *"twabonetse ko turi abanyavyaha hamwe twarondera gutsindanishirizwa no kuba muri Kristo."* Ico ashaka kuvuga ni uko kuba umugororotsi no kuba umunyavyaha si "kimwe/canke." Ahubwo, dufatiye ku bukristo turi *vyose* abagororotsi n'abanyavyaha *mu gihe kimwe nyene*. Martin Luther yatahuye yuko umutima w'ubutumwa bwiza ari uko, muri Kristo, turi *"simul justus et peccator,"* mu Kiratini bigasigura "tubera rimwe abatagira ikibatsinda [abagororotsi] n'abanyavyaha." R. C. Sproul asigura ivyo gurtya: "yariko aravuga afatiye ku kintu kimwe, mu buryo bumwe, ko atakidutsinda. Mu rundi ruhande na rwo, afatiye ku kindi gitandukanye n'ico yari yafatiyeko kare, turi abanyavyaha; kandi ukugene abivuga, avyerekana biroroshe. Muri twebwe kandi kubwacu, Imana itumuritse imbere mu mutima, ikadusuzuma, turacafise icaha; turacari abanyavyaha. Ariko, kubera ivyo twahawe kandi kubera ukwizera Yesu Kristo, uwo ukugororoka kwiwe twahawe, aho duca duharurwa ko atakidutsinda canke ko turi abagororotsi. Uwu ni wo mutima w'ubutumwa bwiza." (Sproul 2019: nticashizwe ahabona) Sproul abisigura gurtya: "Hamwe nokwizigira ukugororoka kwanje kugira ngo nzoshike mw'ijuru, nokwihebura cane, noba ngowe cane kuko bitoshoboka ko ncungurwa. Ariko tumaze kubona yuko ukugororoka kwacu kuzanwa n'ukwizera ari ukugororka gutunganye kwa Kristo, aho duca tubona ingene ubutumwa bwiza ari ubw'igikundiro. Ubutumwa bwiza mu buryo bworoshe

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ni ubu, ndashobora gusubiza hamwe n'Imana, ndashobora gutsindanishirizwa n'Imana idafatiye ku vyo nakoze ariko ifatiye ku vyakozwe, kuvyashikijwe na Kristo kubwanje.

Yamara ku gatimatima k'ubutumwa bwiza duhabwa ibintu bibiri. Icaha canje cashizwe kuri Yesu. Nahawe ukugororoka kwiwe. Kandi muri ukwo gukabukanya tubona yuko Imana, itihanganira icaha, kandi itagomba guheba ukugororka kwayo ntinahebe agakiza kacu, ariko ahubwo igahana icaha cose mu buryo bwose kandi mu kuri ihejeje kuvyegeka no kubishira kuri Yesu, yagumanye ukugororoka kwayo, kandi muri ubwo buryo ntisindisha uwutagira urubanza kandi ni yo idutsindanishiriza kandi ikatuburanira. . . . Ni co gituma icaha canje kija kuri Yesu, ukugororoka kwiwe kukaza kuri jewe mu nyonga z'Imana." (Ico gitabu nyene.)

Ibi birafise ingaruka zikomeye ku bakristo. Ni co gituma Pawulo yahangaye Petero ku bijanye "*n'ukudaca mu nzira igororotse ku vyerekeye ukuri kw'ubutumwa bwiza.*" Hariko ingaruka nyinshi zikomeye z'ivyo:

Ubwa mbere, ubutumwa bwiza bwonyene nib wo bufata nka nkama Ivyagezwe. Abishimira amategeko *bibaza* yuko bafata nka nkama ivyagezwe mu kwishira munsi y'ivyagezwe vya Mose canke mu kwishira munsi y'amategeko yashinzwe n'abana b'abantu hamwe n'ivyabuzanijwe, ivyihanikirijwe. Yamara, *ntibafata* nkama ivyagezwe na gato. Igituma ni uko bumvira ivyagezwe agace gusa, mbere naho, mu buryo baguma bivuguruza.[10] Nk'akarorero, Yesu yavuze yuko ivyagezwe vyose bipfunyapfunyiwe mu mabwirizwa abiri gusa: "MUKUNDISHE UHORAHO IMANA YANYU IMITIMA YANYU YOSE, N'UBUGINGO BWANYU BWOSE N'UBWENGE BWANYU BWOSE" kandi "MUKUNDE BAGENZI BANYU NKUKO MWIKUNDA" (**Mat 22:37-39**; raba kandi **Mariko 12:29-31; Luka 10:25-28; Gal 5:14**). Ukuri ni uko ata n'umwe yumvira ivyo vyagezwe bibiri igihe cose canke mbere na gake. Mu vy'ukuri turakundisha Imana imitima yacu *yose*, ubugingo bwacu *bwose*, n'ubwenge bwacu *bwose*, ibihe vyose? Kandi gukunda bagenzi bacu nk'uko twikunda bisigura yuko dutegerezwa kumarana umwanya wacu, ivyiyumviro, utwigoro, n'amahera yacu turondera ineza yabo nk'uko turondera ineza yacu ubwacu. Nta n'umwe akora gurtyo.

Nta n'umwe ndetse Yesu. Ni we wenyene yakunze Imana Data n'umutima wiwe wose, n'ubwenge bwiwe bwose, n'ivyiyumviro vyiwe vyose, kandi ni we wenyene yakunze mugenzi we nkuko yikunda. Gukora ivyo vyamutwaye agatwe, bituma apfa ku musaraba. Ariko kubera ari we wenyene yumviye ivyagezwe vyose, ni we wenyene yari abereye kwikorera ivyaha vyacu maze akaduha ukugororoka kwiwe. Kubera Yesu yampaye ukugororoka kwiwe, Imana imbona ko ndi umugororotsi! Ivyo bisigura yuko ntagikwiriye—canke ntagishobora—"gukora" kugira ngo mpinduke umugororotsi, kubera Yesu yakoze ivyo bikorwa vyose kubwanje. Bisigura yuko hamwe nokwisubiza munsi y'ivyagezwe vya Mose canke munsi y'amategeko yashinzwe n'abana b'abantu kugira ngo mbe umugororotsi imbere y'Imana canke kugira ngo ngirirwe neza imbere y'Imana, mba rero ndiko *ndahakana* ico Yesu yankoreye. Nubwo dutegerezwa *"gushitsa agakiza kacu, dutinya duhinda agashitsi"* (**Flp 2:12**), ivyo tubikora twisunze urundi rufatiro rusha: dukwirikira kandi twumvira Imana, atari kugira ngo *tugirirwe* neza ariko tubikorana umutima ushima n'umunezero w'uko tuja *twaragiriwe* neza! Kandi iyo dukwirikiye ukurongorwa n'Imana kandi tukayumvira twibuka yuko, ubu, *"Imana ari yo ikorera mu mitima yacu, ikaduha gukunda no gukora ibiyihimbara"* (**Flp 2:13**). Ntituciganza, ntitucigaba. Ico ni co gituma Ubukristo butandukana n'ayandi madini yose yo mw'isi.

Ubwa kabiri, hamwe twokwakira uku kuri gukomeye mu bugingo bwacu, nta nkeka ko kwogira ingaruka ku migenderanire tugiriranira n'abandi. Hamwe vy'ukuri twotahura yuko turi abanyavyaha, ntitwoba tugikengera uwundi muntu n'umwe. Ntidushobora kwibona na gato ko turi "beza" canke ko turusha abandi "ubugororotsi" canke ko "twera" kurusha abandi—kubera yujo twabonye ko ukugororoka kwacu atari ukwacu ariko ari ukwa Kristo, aho icaha ari icacu. Ni co gituma, ubutumwa bwiza buaadutandukanya abantu ariko bubasubiza hamwe. Nkuko N. T. Wright abivuga, "ikintu co gutsindanishirizwa n'ukwizera, muri ibi turiko turavuga, ni . . . ugushimika yuko abo bose basangiye ukwizera rukristo ari abanywanyi, abagize umuryango umwe rudende w'Imana muri Kristo k*andi ko dusangirira, turira ku meza imwe*." (Wright 2000: 234) Ico ni co Petero atatahuye mu b'i **Gal 2:11-14**.

Ubutumwa bwiza burafise izindi ngaruka zikomeye ku bugingo bwacu. Nk'uko twabonye yuko Kristo yikoreye ivyaha vyacu kandi ko igihano twari tugenewe cagiye kuri we, ivyo biduha ubushizi bw'amanga bwo kuja imbere y'Imana *"kubw'amaraso ya Yesu"* (**Heb 10:19**). Vyongeye biduha ubushizi bw'amanga bwo guhangana n'icaha, ibibi, hamwe n'uburyadya bwo mw'isi, nk'uko na Pawulo ubwiwe yahanganye na vyo.

[10] Haba mu b'I Galatiya canke ahandi hose nta na hamwe Pawulo avuga kubamurwanya nk'aho aria bantu bumvira ivyagezwe. Nubwo muri **Gal 3:10** avuga kuri abo *"bishimira ibikorwa vy'ivyagezwe,"* ayo majambo "ntiyasigura ikintu nk'iki 'abo bantu nibo bashitsa ivyagezwe'" (Silva 2007: 799). Kanatsinda, muri **Gal 6:13** avuga yuko *"na bo nyene batitondera Ivyagezwe."* Moisés Silva aheraheza avuga ati, "Biragaragara yuko Pawulo, atunatunywe, yategerezwa kwemera yuko abamurwanya b'Abayuda bumvira amabwirizwa menshi amwe amwe, ariko ico ni ikindi kibazo gitandukanye n'ico twariko turavugako c'uko bari kwitwa abantu bumvira ivyagezwe" (Ico gitabu nyene).

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Muri ubwo buryo nyene, igihe hatubayeko ibintu bibi, n'igihe duciye mu mibabaro, duca tumenya yuko nk'abanyavyaha, nta kintu na kimwe ciza tubereye na gato, ni co gituma tudashavurira Imana; vyongeye duca tumenya yuko, mu marushwa no mu mibabaro, tuba turiko turagera ikirenge mu ca Yesu we yari *"umunyamibabaro kandi yari zai intimba ico ari co"* (**Yes 53:3**). Ku rundi ruhande na rwo, turabona vyongeye yuko, kubera Yesu yikoreye ivyaha vyacu, ariko arakoresha imibabaro yacu n'amarushwa yacu kugira ngo atuzanire ivyiza mu bugingo bwacu kandi ko biciye muri twebwe, n'abandi babonereho ubugingo nk'uko n'Imana yazaniye ivyiza bikomeye isi biciye mu mibabaro yiwe. Muri make, ubutumwa bwiza bwonyene nib wo buduha ishusho nyakuri y'abantu. Ikindi, ubutumwa bwiza bwonyene nib wo buduha ububasha bwo kuduhindura dukeneye kugira ngo dushobore guhinduka duse na Yesu, kuko twabohowe ku vyagezwe maze tukabaho kubw'Imana (**umurongo wa 19**) kandi nticuciganza, ariko Kristo aba muri twebwe (umurongo wa **20**). Kubw'ivyo, uko dukomeza kwegera Kristo kandi tukibuka abo turi bo (tukamenya ko dukoranije kuba abagororotsi n'abanyavyaha) ntidukwiriye rero kwongera kwirata (igihe twibaza ko tumeze neza kandi vyose ko bigenda neza) canke ngo ducike intege, twihebure, dushavure canke turengerwe (igihe ibintu bitagenda neza canke igihe ibintu bibi bidushikiye kandi tukaba turiko turababazwa).

IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ubugingo bwa Pawulo bwagaragaje gute ko yahindutse vy'ukuri?

2. Mbega ubugingo bwacu butegerezwa kugaragaza ukuri kw'uko twahindutse, twihanye? Nimba ari uko biri, ni kubera iki na twe twategerezwa kugaragaza ivyo kandi mu buryo ubwahe ubugingo bwacu butegerezwa kugaragaza ukuri kw'uguhinduka kwacu?

3. Imana ifise uruhara uruhe mu guhinduka n'ukwihana kw'umuntu?

4. kwishira munsi y'"ivyagezwe" ni ukuvuga iki?

5. Mbega amashengero yacu uyu munsi arafise amategeko yishingiye n'ibisabwa bisa n'ugukebwa abizera idini y'Abayuda basaba ko Ab'I Galatiya bategerezwa kubanza gukora no kugira? Nimnba bimeze gurtyo, ni iyihe migenzo n'imikorere amadini yacu uyu munsi asaba kandi ivyo twobikorako iki?

6. Kubera iki Abakristo bashobora kuvugwa ko bidegemvya muri Kristo Yesu kandi ko bashobora gukora ivyo bashaka vyose, ariko kandi bidasigura yuko bafise uburenganzira n'uruhusha rwo gucumura?

7. Ni kubera iki kwitwararika aboro ari igikorwa gikomeye? Ni ibintu ki bigaragara twoshobora gukorera ba ntahonikora umuntu ku giti ciwe hamwe n'ishengero muri rusangi kugira ngo rifashe ba ntahonikora, n'aboro, n'abatagira shinge na rugero?

8. Ni mu buryo ubwahe Abakristo ba kino gihe badakora "mu kuri kw'ubutumwa bwiza" (nk'uko vyagendekeye Petero yari yahagaritse gusangira n'Abanyamahanga)? None twokora gute, nk'abantu ku giti cabo n'amashengero, twokuraho ivyo?

9. Ubukristo butandukanye gute n'ayandi madini yose yo mw'isi yose?

10. Ni ibituma ibihe bituma bidashoboka ku muntu uwo ari we wese ko yokwironkera agakiza biciye mu kwumvira ivyagezwe canke mu gukora ibikorwa vyiza?

11. Bisigura iki kubera "rimwe umugorortsi n'umunyavyaha," kandi ingaruka z'ivyo ni izihe?

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

D. <u>Gal 3:1-4:31—Itandukaniro riri hagati y'ukwizera n'/ivyagezwe:</u> Ibi ni ngirakamaro cane kandi bisubira inyuma gushika kuri Aburahamu.

Ibi bice bibiri biri bice bikomeye cane muri Bibiliya yose. Bifise akamaro kanini cane kubera yuko biduha impfunyapfunyo y'inyigisho y'umugambi w'Imana w'agakiza. Mu gukora gurtyo, ibi bice bibiri bitubarira imigenderanire iri hagati y'Isezerano rya Aburahamu n'Ivyagezwe vya Mose, ivyo bice bibiri vyerekana intumbero y'Ivyagezwe, kandi bikerekana Isirayeli n'Ishengero hafatiwe ku kw'Isezerano rya Kera n'Isezerano Risha.

- **<u>3:1-5—</u>**<u>Ikibazo nyamukuru: Utunganywa n'umubiri (ivyagezwe), canke na Mpwemu (ukwizera)?</u>

  [1]Yemwe Bagalatiya b'ibijuju, ni nde yabaroze, kandi ari mwebwe mweretswe Yesu kristo abambwe, mu maso yanyu? [2] Iki conyene ni co ngomba ko mumbwira: Mbega Mpwemu mwamuronkeshejwe n'ibikorwa vy'ivyagezwe, canke ni ukwumva gufatanije n'ukwizera? [3] Mbega mwakabaye muri ibijuju murtyo? Mwatanguye mu vya Mpwemu, mbega none musozerereye mu vy'umubiri? [4] Mbega ayo yose mwayaboneye ubusa—Namba yari ayo ubusa koko! [5] Ibaha Mpwemu, igakorera ibitangaza muri mwebwe, mbeg'ibikoreshwa n'uko mukora ibikorwa vy'ivyagezwe, canke ni uko mwumvise mukizera?

Muri iyi mirongo Pawulo yongeye gukora ivyo yakoze mu **gice ca 1** n'**2**—ariko aratandukanya ubukristo n'ayandi madini yose yo mw'isi. ni co gituma **imirongo ya 2** na **5** itandukanya izo nzira zibiri ziriho zonyene: Mpwemu n'ukwizera mu buryo bunyuranye *"n'ibikorwa vy'ivyagezwe."* Amadini yashinzwe n'abana b'abantu ashingiye ku *"bikorwa vy'Ivyagezwe,"* mu yandi majambo, kugerageza gukwirikiza urutonde rw'amategeko. Ku **murongo wa 3** Pawulo aringanisha *"ibikorwa vy'Ivyagezwe"* n'*"umubiri."* Ku rundi ruhande na rwo, Ubukristo bushingiye ku *"kwumva kuvanze n'ukwizera,"* mu yandi majambo, Kwizera ubutumwa bwiza no kwizigira ivyo Kristo yadukoreye. Muri iyo mirongo yose itanu Pawulo ashimangira igikorwa ca Mpwemu Yera. Ni Mpwemu atuma Ubukristo buba ubunyuranye n'ayandi madini yose. Mpwemu ni Imana (**Ivyak 5:3-4; 2 Kor 3:17**). Iyo umuntu atagira, adafise Mpwemu, uwo muntu ntaba ari umukristo (**Rom 8:1-17; 2 Kor 3:5-6**). Mpwemu Yera yaracuncubuwe, yarasutswe, guhera ku Munsi wa Pentikoti, inyuma yuko Yesu yari yashikije vyose bijanye n'Ivyagezwe biciye mu bugingo bwiwe bwumviye, urupfu rwiwe yitanze ku musaraba, ukuzuka kwiwe, hamwe n'ukuduga mw'ijuru kwiwe asubira kwa Data. Mu yandi majambo, mu bugingo bwiwe, urupfu, ukuzuka, n'ukuduga mw'ijuru, Kristo yakoze *ibishoboka vyose* kugira ngo atwuzuze n'Imana. Nta kindi *kintu na kimwe* cari kigisigaye twokora ku gatwe kacu. Kubw'ivyo, Mpwemu ashobora "kwakirwa" gusa umurongo wa **2**), ntidushobora kumukorera dukoresheje ibikorwa vyacu bifise agasembwa. Abantu *bakira* Mpwemu igihe bizeye Kristo. Uwo Mpwemu rero *aguma* ku wizera mu bugingo bwose bw'uwo yizera. Ibi bisigura yuko Ivyagezwe vya Mose n'amategeko yashizweho n'abana b'abantu ntaco bimaze ku kwezwa kwacu canke ku *"gutunganywa rwose"* (**umurongo wa 3**), mu yandi majambo, kuguma ukijijwe no kubaho ubugingo bwizigirwa, nk'uko ari ivy'ugutsindanishirizwa kwacu canke *"Kwakira Mpwemu Yera"* (**umurongo wa 2**), mu yandi majambo, ugukizwa kwacu ubwa mbere. Ibi vyongeye vyerekana ku murongo wa **5** uvuga yuko Imana*"iguha Mpwemu kandi igakora ibitangaza muri mwebwe."* "ibaha" kandi "ikorera" vyose biri muri k'ubu, mu buryo bugaragara. Ni co gituma, **umurongo wa 5** uriko uravuga ku gikorwa kibandanya ca Mpwemu Yera mu bugingo bw'abizera. Mu yandi majambo, twakira Mpwemu kandi tukaza kuri Kristo mu kwizera kandi tukaguma turi abizigirwa bciye muri Mpwemu mu kwizera. Kuvuga ko abantu baje kuri Kristo mu kwizera ariko bakazigamwa n'ibibikorwa canke bakazigamwa n'ivyagezwe ni uguhakana ubutumwa bwiza ubwabwo.

Abantu bamwe bashobora kwibaza yuko Pawulo ashingiye cane ku gutsindanishirizwa n'ukwezwa biciye mu kwizera kwonyene, ndetse gukora ibikorwa vyiza vy'ivyagezwe, binyuranije n'ivyo Yakobo avuga muri **Yak 2:24** yuko *"ibikorwa ari vyo bitsindanishira umuntu, atari ukwizera kwonyene."* Yamara, Pawulo na Yakobo ntibavuguruzanya ariko baruzuzanya. Ng'ibi ibituma bitari bike:

- Pawulo na Yakobo "bariko baravuga ku bintu bibiri bitandukanye: Pawulo avuga ku gutangaza ukugororoka kwacu. . . . Bose Pawulo na Yakobo bafatira ku kugororoka kw'abanyavyaha imbere y'Imana, ariko Pawulo ashimikiye cane ku kwakira ubwa mbere ako gakiza, Yakobo na we avuga ku kugene ako gakiza kazogaragara imbere y'Imana ku munsi w'amateka." (Carson na Moo 2005: 633) "Itandukaniro riri hagati ya Pawulo na Yakobo rihagaze ku rukurikirane rw'ibikorwa n'ukwihana: Pawulo ahakana ko ibikorwa umuntu akora atarihana atana kimwe bimaze, ariko Yakobo ariko arerekana ko ari ngombwa ko umuntu amaze gukizwa ategerezwa gukora ibikorwa, ugukizwa gutegerezwa kwama ibikorwa" (Moo 1985:

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

102). Burdick abivuga muri ubu buryo: “Yakobo yariko ararwanya ukwizera kw’imirenzako kutari gufise ingaruka na ntoya mu bugingo bw’uwuvuga ko ari uwizera. Pawulo, ku rundi ruhande na we, yariko ararwanya ukwishimira ivyagezwe—ukwizera yuko umuntu ashobora kwironkera agakiza imbere y’Imana kubera ibikorwa vyiza vyiwe.” (Burdick 1981: 185)

- Kubera Yakobo na Pawulo bashingiye ku bibazo bitandukanye canke bariko bararwanya ivyiyumviro bibi bitandukanye ku vyerekeye ukwizera nyakuri rukristo, bariko barakoresha iciyumviro c’“ukwizera kwonyene” (mu yandi majambo, ukwizera kutagira ibikorwa) mu buryo butandukanye, nubwo bose bemezanya ku co ari co ukwizera kw’ukuri gukiza: Yakobo ariko arerekana ko “ukwizera kwonyene” ko atari ukuri, atari ukwizera gukiza; Pawulo na we akoresha iciyumviro c’“ukwizera kwonyene” nk’aho ariko arerekana ko ari Ukwizera kw’ukuri, ukwizera gukiza: “Ukwizera kwonyene” kwa yakobo kuri kure y’ukwizera nyakuru kw’abakristo: ukwo ‘kwizera kwonyene’ ni ugusasa akarimi katagira ibikorwa (imirongo ya 15-16) canke ubwenge bwo mu mutwe kutagira ubwenge bwo mu mutima (umurongo wa 19). Ukwo si ukwizera rukristo. Kandi muri ivyo Pawulo ntabiharira; vyongeye yerekana yuko “ukwizera kwigaragariza mu Rukundo’ [**Gal 5:6**] ari kwo gufise ico kumaze.” (Moo 1989: 1157) “Ubwoko bw’ukwizera Yakobo avuga ko ‘gupfuye’ (ni ukuvuga, ukwemera n’ukwizera ibintu mu mutwe gusa, mu bwenge gusa, 2:14-17) atari ukwo Pawulo yari kwemera ko ari ukwizera nyakuri (ni ukuvuga, ‘ukwizera gukorera mu Rukundo’, Gal. 5:6)” (Marshall, Travis, na Paul 2002: 255).
- Ukugene “Pawulo afata ‘ukwizera n’ibikorwa’ gufatiye ku kibazo c’uko nimba abakristo b’Abanyamahanga bategerezwa gukora ‘ibikorwa vy’ivyagezwe’ – ahanini ugukebwa, kwubahiriza isabato hamwe n’ivyo kurya vy’ivyagezwe. Ivyo Yakobo avuga ntibirimwo Abanyamahanga canke ‘ibikorwa vy’ivyagezwe’ nk’ivyo mu mutwe wiwe. . . . Ntibariko baraharira ariko bariko barabarira abantu batandukanye babahaririza – Pawulo ariko arabarira abagomba kuremeka abanyamahanga ‘ibikorwa vy’ivyagezwe’, Yakobo na we abwira abantu bari bararambiwe n’ukubaho rukristo” (Marshall, Travis, na Paul 2002: 255).

Carson na Moo bashimikira ku kamaro ko kwumviriza ivyo bose Pawulo na Yakobo bavuga: “Igihe uhanganye n’abadakurwa ku mategeko, bageragеza gushingira agakiza ku bikorwa vy’abantu, Pawulo ategerezwa kwumvirizwa—nk’uko yari akomeye mu gihe c’ihinduka rikomeye. Ariko igihe duhanganye n’ukuba sindabibazwa, ukwiyorohereza, wifata nk’aho ibikorwa atari nkenerwa ku bakristo, Yakobo ategerezwa kwumvirizwa—nk’uko na we nyene yari akomeye mu gihe ca Wesleys.” (Carson na Moo 2005: 633)

- **3:6-9—**Abizera bonyene (baba Abayuda canke Abanyamahanga) ni bo bana b’ukuri ba Aburahamu.

6 Nk’uko Aburahamu YIZEYE IMANA, AKABIHARURWAKO NK’UKUGOROROKA. 7 Mumenye rero yuko abishimiye ukwizera ari bo bana ba Aburahamu. 8 Kandi ivyanditswe vyabimenye bitaraba yukw Imana izotsindanishiriza abanyamahanga kubw ukwizera, bibarira Aburahamu ubutumwa bwiza bw’ibitaraba, biti Muri wewe “NI HO AMAHANGA YOSE AZOHERWA UMUGISHA.” 9 Nukw abishimira ukwizera bahabwa umugisha hamwe na Aburahamu yizera.

Ku **mirongo ya 1-5** Pawulo ntiyashizeho gusa ngombwa ariko yashizeho kandi ko ata kindi kintu na kimwe ndetse ukwizera (nk’uko binyuranye “n’ibikorwa vy’ivyagezwe”) vyose kubw’ugutsindanishirizwa n’ukwezwa. Ubu, guhera kuri Aburahamu, aca abandanya avuga ku migenderanire iri hagati y’ukwizera n’ivyagezwe, agashingira iciyumviro ciwe muri kahise kose k’ugucungurwa. Iki gica kiba ikintu gikomeye mu kigabane cose gisigaye co mu **gice ca 3** gushika ku mpera y’**igice ca 4**. Iki kintu cerekeranye na kahise k’incungu kirimwo imigenderanire iri hagati y’Isezerano rya Aburahamu n’Ivyagezwe vya Mose, intumbero z’Ivyagezwe, na Isirayeli n’ishengero dufatiye ku Masezerano ya Kera n’Amasezerano Masha. Iki kintu cerekeranye na kahise k’incungu ni ngombwa kubera ikosa “ab’i Galatiya’ bakoze, ryari iryo ku rufatiro, ku mushinge, inyigisho za kahise mu bisanzwe. Bahenzwe n’ikibanza cabereyemwo isezerano ryo ku musozi Sinayi [rya Mose] mu nteguro y’agakiza, baziga ko hazokwongerwamwo abantu b’Imana (uruvyaro rwa Aburahamu) biciye mu buryo butari bwo (ibikorwa vy’ivyagezwe).” (Silva 2007: 793)

Ku **murongo wa 6** Pawulo atangura yabura **Ita 15:6**. Mw’ **Ita 15**, Imana yari yarasezeraniye Aburahamu ko uruvyaro rwiwe ruzongana n’inyenyeri zo kw’ijuru n’ubwo ico gihe Aburahamu atari bwaronke umwana, yari ashaje ageze mu myaka ya 80, kandi umugore wiwe yaja yaraciye. Ariko Aburahamu *“yizeye Imana, nayo ibimuharurako nk’ukugororoka.”* Ukwizera kwa Aburahamu kwagaragariye mu vyo Aburahamu yari yarasezeraniwe. Isezerano ubwa mbere ryari ryatanzwe n’ Imana iriha Aburahamu mw’ **Ita 12:1-3**. Iryo sezerano ryongera riravugwa ukundi gusha inyuma y’igihe kanaka mw’**Ita 13:14-17; 15:1-21; 17:1-21; 22:15-18** kandi ryemezwa, rikomezwa ku muhungu wa Aburahamu Isaka (**Ita 26:1-5, 24**) no ku muhungu mutoyi wa

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Isaka ari we Yakobo (**Ita 28:3-4, 13-15; 35:11-12**). Isezerano rya Aburahamu rigenda ryuguruka mw'Isezerano rya Kera ryose kandi rikaronka ugushitswa kwose muri Kristo. Kubw'ivyo, rirashobora kuboneka ko ari rwo ruti rw'umugongo rw'inyigisho kandi ko ari rwo Bibiliya yose isigaye ikubiyemwo. Isezerano rya Aburahamu n'ivyo Imana yavuze ko Aburahamu *"yizeye Imana, nay o ikabimuharurako nk'ukugororoka"* ni imfunguruzo Pawulo akoresha mu ciyumviro ciwe mu vyo avuga mu b'I **Galatiya 3-4**. Isezerano rya Aburahamu rigizwe n'ibice bitatu nyamukuru: amasezerano yerekeranye n'igihugu, uruvyaro (imigisha y'uruvyaro), n'imigisha kw'isi yose (mu yandi majambo, amasezerano yerekeranye n'imigisha y'abandi bantu biciye mu ruvyaro rwa Aburahamu).[11]

Aho umurongo wa **6** werekeye imigisha y'isezerano ry'"uruvyaro", **umurongo wa 8** wabura **Ita 12:3** ku vyerekeranye n'isezerano ry'isezerano ryo kuzohezagira amahanga yose biciye mu ruvyaro rwa Aburahamu. **Umurongo wa 8** na ho nyene havuga ko Imana *"yavuze ubutumwa bwiza imbere yuko Aburahamu abaho."* Yesu yafatiye kuri **Yohana 8:56** igihe yabwira Abayuda ati, *"Aburahamu sogokuruza yari yarahahamiye kubona umunsi wanje, kandi yarawubonye aranezerwa."* Kubera isezerano rya Aburahamu ryari ryerekeranye n'umugisha w'isi yose, ukugene Pawulo abishira mu ngiro kuri twebwe tubisanga ku **murongo wa 7** (*"abishimiye ukwizera ni bo bana ba Aburahamu"*) n'**umurongo wa 9** (*"abishimira ukwizera bahabwa umugisha hamwe na Aburahamu yizera"*). Mu yandi majambo, nk'uko Pawulo abivuga ngaha kandi azokwongera akaguma abivuga no mu **gice ca 3** cose n'**4**, uruvyaro rw'ukuri rwa Abrahamu ni urwo mu mpwemu, si urwo ku mubiri; abana biwe b'ukuri ni abo bafise ukwizera, nk'uko Aburahamu yari afise ukwizera. Nk'uko Imana yari yarasezeraniye Aburahamu ko uruvyaro rwiwe ruzoba rwinshi nk'inyenyeri zo kw'ijuru (**Ita 15:5**), ni na ko ivyo vyashikijwe n'ishengero rya Kristo (mu yandi majambo uruvyaro rw'ukuri rwo mu vy'impwemu rwa Aburahamu), aho harimwo abantu bo *"mu miryango yose, no mu ndimi zoseno mu moko yose no mu mahanga yose"* yo mw'isi (**Ivyah 5:9; 7:9**). **Imirongo ya 7** na **9** yerekana yuko, ryaba Isezerano rya Kera n'Isezerano Risha, Imana yamye igihe cose ifise integuro imwe y'ahgakiza, ni ukuvuga, agakiza ku buntu biciye mu kwizera. Ugufatira ku kugene Aburahamu yumvise "ubutumwa bwiza" hamwe n'uko abana nyakuri ba Aburahamu ari *"abafise ukwizera"* ni vyo bivyerekana. Itandukaniro ryonyene riri hagati ya Aburahamu na twebwe ni uko Aburahamu yaraba *imbere* mu kwizera igikorwa ca Kristo azomukorera, aho twebwe dusubiza amaso *inyuma* mu kwizera ku gikorwa Kristo yadukoreye.

- **3:10-14—**Nta n'umwe atsindanishirizwa n'ivyagezwe ariko ari munsi y'umuvumo.

  [10] Abishimira ibikorwa vy'ivyagezwe bose bari n'umuvumo: kuko handitswe ngo "AZOBA AVUMWE UMUNTU WESE ADASHISHIKARIRA IVYANDITSWE VYOSE MU GITABU C'IVYAGEZWE, NGW AVYITONDERE". [11] Biraseruka yukw ata muntu atsindanishirizwa n'ivyagezwe imbere y'Imana, kuko handitswe ng' "UMUGOROROTSI AZOBESHWAHO N'UKWIZERA". [12] Ariko ivyagezwe ntibiva ku kwizera, yamara ngo "UWUZOVYITONDERA NI VYO BIZOMUBESHAHO." [13] Kristo yaducunguye umuvumo w'ivyagezwe, yacitse ikivume kubwacu, kuko handitswe ngo "AZOBA AVUMWE UMUNTU WESE AMANITSWE KU GITI"— [14] Kugira ngo umugisha wa Aburahamu ushike ku banyamahanga, bawuheshejwe na Yesu Kristo, kugira ngo ukwizera kuturonkeshe Mpwemu twasezeraniwe.

Ijambo "kuko," ritangurira ico kigabane, ryerekana yuko **imirongo ya 10-14** hafatanye n'**imirongo ya 6-9**. Nubwo biri uko, "Hariho ukuva ku ciyumvro co kuva ku murongo wa 9 ukaja ku murongo wa 10. Pawulo arimuka ku co yariko aravugako c'uko abana ba Aburahamu ari abana b'ukwizera kwonyene, bakagaragaza yuko ivyagezwe Bizana umuvumo, kandi ko abarondera gutsindanishirizwa n'ukwumvira ivyagezwe, bazokwisanga ahubwo bariko umuvumo w'ivyagezwe! Raba neza itandukaniro Pawulo ashiraho ngaha 'abishimiye ukwizera' (ku mirongo ya 7-9) n'abo bose 'abishimira ibikorwa vy'ivyagezwe,' ku murongo wa 10. Ni uguhitamwo 'kimwe /canke ikindi'. Canke utsindanishirizwa n'ubuntu bwonyene biciye mu kwizera Kristo wenyene, canke na ho uri munsi y'umuvumo w'ivyagezwe." (Riddlebarger 2003: nticashizwe ahabona)

Wibuke yuko bari abantu bavuga ko ari Abakristo—abizera idini ry'Abayuda—basaba ko abandi bakristo bongera kwishira munsi y'Ivyagezwe vya Mose bamaze kwakira Kristo. John Piper avuga ati, "Igituma igitabu c'ab'i Galatiya gifise ubutumwa buhindura abantu mu buryo butangaje ni uko gitangaza umuvumo ukomoka ku Mana ku bantu batari inyuma canke batizera ibitari vyo canke abanyavyaha ariko uwo muvumo utangazwa ku biyita Abakristo bagerageza gukorera Imana mu buryo bugabanya ubuntu bwayo bagashiraho

[11] Isezerano rya Aburahamu n'ukurishitsa kwa Kristo twarabivuzeko bihagije muri Menn 2009-2018: 14-15, 30-34 na Menn n.d.: Ita 15:1-18-"Ubuhanuzi burengeye ubundi bwose muri Bibiliya."

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ubwishime n'ubwirasi bwabo" (Piper 1983a: nticashizwe ahabona). Itandukaniro riri hagati y'umugisha n'umuvumo w'ijuru w'ubugingo - n'urupfu "nturi hagati y'abantu b'ishengero n'abatari ab'ishengero, canke hagati y'abita Yesu 'Umwami' n'abo batabikora. Ni hagati y'abo, ku ruhande rumwe, babambanywe na Kristo ariko ubu bari mu bukene mu kubandaniriza kwizigira Kristo muzima, no kubandaniriza ku rundi ruhande, kuri abo batapfuye ku kwiyizigira kandi ibikorwa vyabo vy'idini, nubwo 'biboneka ko ari vyiza' kandi vyinshi, ari igikorwa co kwihindura ubwabo, badahinduwe n'Imana." (Ico gitabu nyene) kubw'ivyo, uwo ari we wese yiyita ko ari umukristo ategerezwa kwama yisuzuma kandi agendera mu kuri kugira ngo arabe nimba mu vy'ukuri ahesha Imana icubahiro, ayitazira, kandi ko yizigira Kristo ari muri twebwe canke ko ari ukwishira hejuru kwacu ubwacu (raba **2 Kor 13:5**).

Iyi mirongo itanu itangurira ku muvumo ariko kandi aca abandaniriza kutubarira yuko umuti wonyene kuri uyo muvumo—ni umuntu n'igikorwa ca Yesu Kristo hamwe n'umugisha azana. Hariho ibibazo bitatu vya kahise biriko birabandanya ngaha bija vyaravuzwe mbere vyose. Ubwa mbere ni ikibazo c'amategeko. Muri ibi vyari bifatiweko vyatumye Pawulo yandikira ab'I Galatiya, gukurikira amategeko cari co kintu ab'idini y'Abayahudi bashingirako yuko umuntu ashobora gukizwa biciye mu kwizera Yesu ariko kandi ko ategerezwa kwitondera ivyagezwe vya Mose. Izo ni ingorane ziri mu mashengero menshi uyu munsi, mbere naho ugukebwa atari co kintu gisabwa c'amategeko. Ubwa kabiri, kugendeshwa n'amategeko ni ugushira mu ngiro kudasanzwe kw'ikibazo rusangi, ni ukuvuga, ko hariho ubwoko bubiri gusa bw'amadini mw'isi: idini ryashinzwe n'abana b'abantu rifatiye ku kuvuga yuko agakiza k'umuntu (ikiganza ciza c'Imana) umuntu ashobora kukironkera biciye mu twigoro twiwe no mu nguvu ziwe mu gukora ibikorwa vyiza canke mu gukurikira amategeko yashinzwe n'abana b'abantu n'ivyabuzanijwe (atari itegeko ngo bibe ivyagezwe vya Mose), mu yandi majambo, idini ry' "ibikorwa," rinyuranye n'Ubukristo, bushingiye ku co Kristo yadukoreye, mu yandi majambo, idini ry' "ubuntu." Ivyo bibazo vyose vyarahanahanyweko ivyiyumviro aho hejuru ku bijanye n'ab'i **Gal 2:1-5, 15-21**, na **3:1-5**. Ivyo bifatanye n'ikibazo kigira gatatu—ikibazo c'uko Abayuda bakumira abanda bantu bose—na vyo vyarahanahanyweko ivyiyumviro aho hejuru kuri **Gal 2:11-14**. Amategeko canke irindi dini ryose rishingiye ku bikorwa ryubika Isezerano Risha kandi rigasubiza abantu munsi y'Isezerano rya Kera. Ikindi, ibi birafise ingaruka kubijanye n'ingeso zacu hamwe n'inyifato zacu: Ubutumwa bwiza bwonyene nibwo bukubiyemwo vyosemu vy'ukuri; ariko amategeko y'uburyo ubwo ari bwo bwose (baba abakurikira idini ry'Abayuda b'I Galatiya canke idini ryashinzwe n'abana b'abantu rifatiye ku bikorwa ry'uyu munsi), dufatiye ku kugene rimeze rikumira abo bose badakwije ibisabwa n'amategeko y'iryo dini canke abo bose batari muri ubwo bwoko bw'ukuri canke badahuje urukoba.

Ingorane z'idini iryo ari ryo ryose rishingiye ku bikorwa (vyaba ibijanye n'agakiza canke ukwezwa) ryerekanwa n'ivyo Pawulo yabuye ku murongo wa **10** abikuye mu **Gus 27:26** bivuga yuko azoba avumwe uwudashitsa amajambo y'ibi "*<u>vyagezwe vyose</u> vyanditswe muri iki gitabu c'ivyagezwe"* ngo ayitondere. Yakobo na we nyene yanditse nk'ivyo nyene muri **Yak 2:10** aho yavuze ati, *"kuko umuntu wese azokwitondera ivyagezwe vyose, <u>agatsitara kuri kimwe</u>, azoba acumuye kuri <u>vyose</u>."* Ukuri ni uko ata muntu n'umwe ashobora kwumvira no kudatsitara ku vyagezwe ata gasembwa; kubw'ivyo, uwo ari we wese ari munsi y'umuvumo.[12] Ku **murongo wa 11** Pawulo yabura **Hab 2:4** (*"Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera"*). Kim Riddlebarger avuga yuko Habakuki ariko aravuga ati, "Ni iyo biciye mu kwizera kwonyene umuntu yakira ukugororoka kandi akazobona kubaho" (Riddlebarger 2003: nticashizwe ahabona). Kubera yuko ivyo ari ukuri, "biragaragara" (birarashe; biruzuye; ntawovyihendako) ko ata muntu n'umwe ashobora gutsindanishirizwa n'ukwumvira Ivyagezwe.[13]

---

[12] John Piper avuga ikintu gikomeye yuko, dufatiye ku vyariko biraba i Galatiya, "umuvumo wo ku murongo wa 10 si uko umuntu aba *yananiw*e no gukora ibikorwa vy'ivyagezwe. Ahubwo ni kubera *abikora*. Impanuro y'abakurikira idini ry'Abayuda yo kwongera ku kwizera 'ibikorwa vy'ivyagezwe' bifise ingaruka zinyuranye n'ivyari vyitezwe—Bizana umuvumo, ntibizana umugisha. Ni igihe Petero yatangura *kwitondera* ivyagezwe vyerekeranye n'ivyo kurya Pawulo yamubariye ko ari umuhumvyi yaciye kubiri n'ubutumwa bwiza kandi akaba yarenze ivyagezwe. Ni igihe abakurikira idini ry'Abayuda bashaka *kwitondera* itegeko ry'ugukeba Tito kuri 2:3 aho Pawulo yavuga ukuri kw'ubutumwa bwiza kwari kugiye kuja mu kaga gakomeye. Ingorane z'abizera idini ry'Abayayuda si ukudashobora kwabo kwo gukurikiza ido n'ido ry'amategeko y'Ivyagezwe, ahubwo ingorane kwari uko bahomvye, batamenye icigwa kinini nyamukuru c'ivyagezwe, ni ukubvuga, yuko utagira umutima mushasha (Gus. 30:6, 7) kandi ko utagira ugushobozwa n' Imana (Gus. 4:30, 31; 5:29; 29:4) kandi utagira ukwizera (Kuv 14:31; Guh. 14:11; 20:21; Gus. 1:32) utwigoro twose two kwumvira ivyagezwe bica biba amategeko gusa umuntu arwana nay o mu mubiri." (Piper 1983a: nticashizwe ahabona)

[13] Pawulo yaja yarabivuze n'imbere yaho muri **Gal 2:16** (raba kandi **Rom 3:20**). Silva yongerako yuko ivyo Pawulo yaja yarabuye vyo mw' **Ita 15:6** (*"Aburahamu yizeye Imana, ibimuharurako nk'ukugororoka"*) hamwe n'ivyo yabuye muri **Hab 2:4** (*"Umugororotsi azobeshaho n'ukwizera"*) birashoboka mbere ko coba ari iciyumviro kimwe—kamere k'ukwizera nyakuri gukiza: "Umuvugishwa n'Imana [Habakuki] yariko arahanura ahimiriza abantu b'i Buyuda kugera ikirenge mu ca Aburahamuu, uwo ukwizera kwiwe kutari igikorwa caciye kivyuka ako kanya nyene, ahubwo cabaye igikorwa c'ubugingo

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Pawulo ashimangira ivyo yisunze **umurongo wa 12** mu kwabura **Lewi 18:5** (*"Umuntu azokora ivyo, ni vyo [amabwirizwa n'imanza z'Imana] bizomubeshaho"*) kugira ngo yerekane ko *"Ivyagezwe atari ukwizera."* Bishobora kuboneka yuko **Lewi 18:5** hariko harerekana yuko umuntu ashobora gukizwa iyo akoze ibikorwa vy'Ivyagezwe (kubera yuko hose **Hab 2:4** na **Lewi 18:5** hakoresha ijambo "kubaho"). Yamara, Pawulo uwo murongo awunyuranije na **Hab 2:4**. Igituma ni uko Pawulo ariko araraba ku kwizera n'ibikorwa hamwe n'Ivyagezwe abifatiye ku ncungu yo muri kahise. Yaja yarabivuzeko muri iki gice igihe yafatira kuri Aburahamu, kandi azokwagura ico ciyumviro muri ico gice cose gisigaye. Igihe Pawulo avuga yuko*"Ivyagezwe atari Ukwizera,"* ariko aravuga yuko Isezrano ryose rya Mose (harimwo n'Ivyagezwe na vyo vyarimwo mu vyari bigize iryo Sezerano) "ni ivy'ibihe bitandukanye vy'ugucungura nk'uko ubutumwa bwiza bubigira" (Silva 2007: 804; raba kandi Garlington 1997: 101). Pawulo abandanya yerekana yuko Ivyagezwe vya Mose vyaje haciye imyaka 430 inyuma y'Isezerano rya Aburahamu kandi ntivyashobora gukuraho iryo sezerano ryari rishingiye ku *kwizera* kwa Aburahamu (**Gal 3:17**); ni co gituma, mu ruhande rumwe, Ivyagezwe vyaje *inyuma* y'ihame ry'ukwizera.[14] Ku rundi ruhande na rwo, **Gal 3:23-25** havuga yuko Ivyagezwe vyaje imbere y'ukuza kwa Kristo kandi vyari vyagenewe *kuturongorera* ku kwizera muri Kristo; ni co gituma, mu rundi ruhande, Ivyagezwe vyaje *imbere* y'igihe c'ukwizera. Uko biri kwose, Ivyagezwe biratandukanye kandi ntibisa n'ukwizera kandi kubw'ivyo, *"Ivyagezwe si ukwizera."*

Ikirengeye igihe iryo Sezerano rya Mose *ryaziriye* n'Ivyagezwe dufatiye ku kwizera ni uko Isezerano rya Mose n'Ivyagezwe vyari bifise intumbero zitandukanye cane n'iz'ubutumwa bwiza. Ku **murongo wa 10** ivyo yabuye mu **Gus 27:26** bivuga yuko "ibikorwa" n'"ivyagezwe" bifitaniye isano n'"ugukora," mu buryo bunyuranye n' "ukwizera" gushingiye ku "kwumva" (**Gal 3:2, 5**) hamwe no ku "kwizera" (**Gal 3:6**). Todd Bordow abipfunyapfunya muri ubu buryo, "Ihame ry'Ivyagezwe vya MOse n'ihame ry'Ubutumwa Bwiza ni amahame anyuranye. Uburyo bishikwako n'uburyo imigisha y'igihe gito y'Isezerano rya Mose rishikwako vyaca mu bikorwa vy'Ivyagezwe. Impembo y'ukwumvira yari imigisha ijanye no kuzoronka no kwegukira Igihugu c'i Kanani. Imivumo izoba ugucirwa kw'iteka ku bantu biciye mu kwambukanwa ari inyagano bagakurwa muri ico gihugu cabo bari bahawe. Ariko mu nyuma Kristo araza. Ico Isezerano rya Mose ryari rishingiyeko cari gishitse. Icari ugushitswa kw'isezerano rya Aburahamu cari giserutse. Ubu ihame ry'Ubutumwa Bwiza rinyuranije n'ihame ry'Ivyagezwe vya Mose. Ubu turi munsi y'Ubuntu. Iki ni co Pawulo avuga mu b'i Galatiya 3. Ikintu gituma umuntu ahabwa imigisha y'iri sezerano si ukwumvira kwacu, ariko ni ukwumvira kwa Kristo. Inyungu zose z'iri sezerano zidushikako biciye mu kwizera. Twakira inyungu z'iri sezerano bidaciye mu bikorwa vyacu, ariko tuzakira biciye mu kwizera. Kandi Imana ibandanya kudusazako inyungu z'iri sezerano biciye mu kwizera. Ni co gituma imigisha ya Kristo yadutsindiye, harimwo n'ukwezwa kwacu ituzako biciye mu kwizera." (Bordow 2018: n.p.)[15]

Rom 10:4 hatubarira yuko *"Kristo ari we ivyagezwe bishikirako, kugira ngo aheshe uwizera wese ukugorororka."* Ijambo ry'Ikigiriki "bishikirako" ni *telos,* bisigura guheraheza, kuzuza, canke ihangiro. Zodhiates asigura insiguro ya *telos* mu ba **Rom 10:4**: "Kristo ni we ivyagezwe bishikirako kugira ngo aheshe uwizera wese ukugorororoka. Ibi bisigura yuko Ivyagezwe nk'ibisabwa vyashitse kw'iherezo kubera yuko Yesu yashikije ivyo vyasaba kandi agaha ukugorororoka kwiwe abo bose bizeye. Kristo yabohoye abizera ubukari bw'ivyagezwe. Urugezo rw'ukugorororoka rudushikako ubu bidaciye ku kubera tubanje kuboherwa ku vyagezwe ariko rwiburuka ruva imbere mu mutima kubwa Mpwemu yandika ivyagezwe mu mitima yacu." (Zodhiates 1993: *telos,* 1376-77) kubera yuko uwo (Kristo; ubutumwa Bwiza) ari inyigisho z'ibihe vy'Iherezo

---

n,ubuzima bwiwe bwose co kwumvira yihanganye (raba cane cane. Ita. 22, ari na rwo rufatiro rwa Yakobo 2:21-24). Ukwizera gusaba ukwihangana no kurindira ugushitswa kandi kubw'ivyo kwama kuri mu kaga ko guhingabanywa, ni co gituma gushikama ushize amanga hamwe n'ukwizigira ari vyo bigize uruti rw'umugongo rw'ukwizera." (Silva 2007: 802)

[14] Ikibazo c' "ukwizera" ngaha si ihame ridanzwe gusa canke mbere "ukwizera Imana muri rusangi," ariko ni ukwizera muri Yesu Kristo, ukwizera ubutumwa bwiza. **Gal 3:8** herekana ivyo igihe havuga yuko Imana *"yigishije Aburahamu ubutumwa bwiza butaraba"* (raba kandi **Yohana 8:56**, *"Aburahamu sogokuruza wanyu yari yarahahamiye kubona umunsi wanje, kandi yarawubonye aranezererwa"*).

[15] Ni ngirakamaro kubona yuko Isezerano rya Mose ritaharira ivyaha canke ngo ritange ubugingo budashira. Isezerano Risha rizoba isezerano ry'Ibihe bidashira aho Imana izokwandika ivyagezwe vyayo mu mitima y'abantu bayo, abantu bayo bazomenya vy'ukuri Uhoraho, kandi Azoharira ivyaha vyabo kandi ntazokwongera kuvyibuka ukundi (**Yer 31:34**; raba kandi **Yer 32:38-40; 50:4-5; Ezek 11:14-20; 36:24-32; 37:15-28**). Isezerano Risha iryo Yesu yuguruye biciye mu maraso yiwe (**Luka 22:20**; raba kandi **1 Kor 11:25**) ritanga ubugingo budashira (**Rom 6:22**). "Ubushasha" bw'Isezerano Risha "ntibutegerezwa gukengerwa; bugizwe n'ibindi bintu vyinshi vyerekekana ukutabandanya kw'ivyaba muri kahise (raba Yer. 31:32): ugikurwaho kw'icaha burundu (Yer. 31:34; Ezek. 36: 29, 33); uguhinduka n'uguhingurwa kw'imbere mu mutima (Yer. 31:33; Ezek. 36:26); imigenderanire myiza ishika n'ubucuti n' Imana (Yer. 31:34a; Ezek. 36:27)" (Williamson 2007: 180). Kamere k'ivyo bintu vyose binyuranye vy'Isezerano rya Kera hamwe n'ugushitswa muri Kristo n'ishengero vyaravuzweko ido n'ido muri Menn 2009-2018: 26-93.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

vy'Ivyagezwe, ni ico ivyagezwe vyose vya Mose vyatunga agatoki. Garlington aheraheza asigura igituma Pawulo yabuye ibivugwa mu **Gus 27:26** akabivuga mu b'i **Gal 3:10** vyerekana ingene ukuza kwa Kristo mw'isi kwahinduye imigenderanire ya kahise k'ugucungura k'Ivyagezwe, imigisha y'Imana, n'umuvumo w'Imana: "Ni uguhindura igikorwa kuvana n'inyigisho y'ibihe vy'iherezo barimwo yuguruye inzira y'ugutahura ingorane yashizweho mu ntango y'iki gitabu, ni ukuvuga yuko aho ab'i Gal. 3.10a hatangaza umuvumo ku muntu wese azogerageza kubeshwaho n'ivyagezwe, igisomwa ca Bibiliya Pawulo akoresha ni Gus. 27.26, cemeza ibinyuranye n'ivyo: umuvumo ntuzoshika k'uwushitsa amajambo y'ibi vyagezwe, ariko uzoshika kuri abo batitondera ivyo vyagezwe (Gal. 3.10b). . . . Ivyo ni ukuvuga yuko, mu kugerageza kwabo kwitondera ivyagezwe, ababarwanya ntibavyitondeye, kuko 'batabikoze'mu buryo bwavyo vyategekanijwe kw'ibihe vy'iherezo, ni ukuvuga, ko vyarangira Isirayeli kuri Yesu w'i Nazareri nk'umwe yaje gukuraho inzitizi zatandukanya amahanga. 'Uburyarukanyi' bwabo nib wo bwatumye hagumizwaho Ivyagezwe *kandi kubw'ivyo* vyakuramwo ayandi mahanga yose, vyarivyerekeye gusa Abisirayeli gusa. Tubivuze mu yandi majambo, ni kubera ababarwanya bagumana akaranga kabo nk'Abayuda bishmiye ivya Mose vyatumye badashobora 'gukora no gushitsa ivy'ivyagezwe bisaba'." (Garlington 1997: 120)

Mu kurondera kugumana akaranga kabo k'Abayuda bashingiye ku Vyagezwe vya Mose, abakurikira idini ry'Abayuda bariko barakora ibinyuranye n'igikorwa c'ibihe vy'iherezo c'ivyagezwe vyari vyagenewe gutanga imihezagiro n'imivumo bivanye n'ukugene umuntu yifashe mu migenderanire na Yesu Kristo. Abakurikira idini ry'Abayuda (canke idini iryo ari ryo ryose rishingiye ku mategeko) bagerageza kwongerera ku buntu bw'Imana biciye mu kwizera mu kwongerako ibisabwa n'amategeko ku vyo Kristo wenyene yakoze binyuranye n'ubutumwa bwiza kandi binyuranye n'intumbero y'ivyagezwe ubwavyo (yari uguhishura ko tubeshejweho na Yesu Kristo wenyene). Ni co gituma, naho umuntu yoshobora *gukurikiza neza* ayandi mategeko asabwa, azoguma munsi y'umuvumo w'Imana kubera yuko ypba ariko arakora ibinyuranije n'ivyo Imana igomba, ibinyuranije na Kristo, kandi akaba anyuranije n'intumbero y'ivyagezwe mu kugerageza kwironderera agakiza akoresheje ibikorwa vyiwe bwite. Ni co gituma, dufatiye ku nyigisho hamwe n'icabiteye, kwongerako "ibikorwa vy'ivyagezwe" aivyo ari vyo vyose ku vyo Kristo wenyene yakoze bishira umuntu munsi y'umuvumo. Ni vyo, dufatiye ku bintu bigaragara ko ata n'umwe (ndetse Kristo) yashoboye kwumvira ivyagezwe mu buryo bwose bubaho at ana kimwe atumviye vyongeye na vyo nyene bishira uwo muntu ariko arageregeza gukora gurtyo munsi y'umuvumo. Iyindi nzira *yonyene* ishobora kuzana ubugingo ni ubuntu bw'Imana bwonyene biciye mu kwizera kwacu kwonyene ivyo Kristo wenyene yakoze.

Imirongo ya 13-14 iduha inyishu ku kutabera n'ukudashoboka kw'Ivyagezwe n'umuvumo Bizana: Kristo n'ivyo yashikije ku musaraba. Ku **murongo wa 13** Pawulo yabura ivyavuzwe mu **Gus 21:23** (*"kuko umanitswe ku giti ariko umuvumo"*). Ijambo ry'Ikigiriki ryasobanuwe nk "igiti" ni *xulon* bisigura "ikigiga." Muri ivyo vyariko biravugwa afatira ku usaraba kandi iryo jambo rikoreshwa mu **Ivyak 5:30; 10:39; 13:29**; na **1 Pet 2:24**, aho hose hafatira kuri Yesu yenena ku musaraba. Mu gushira hamwe ivyo vyabuwe bibiri habiri mu Gusubira mu Vyagezwe muri iki gisomwa, **Gus 27:26** n'**umurongo wa 10** no **Gus 21:23** n'**umurongo wa 13**), Pawulo ariko aravuga yuko *Yesu yikoreye umuvumo w'Imana ku bwacu ku* musaraba. Ibi bisigura yuko Kristo yaducunguye umuvumo w'ivyagezwe we ubwiwe ariha ikiguzi c'ivyaha vyacu twari kuriha ubwacu (ariko tutigeze turiha kuko tutari kubishobora). Kubera ivyo, Imana ntizokwigera iduharurako ivyaha vyacu (kuko Kristo yavyikoreye kandi igihano cavyo cabaye kuri we). "Ni kubera Kristo yahindutse umuvumo kubwacu, ni co gituma *kudukurako* umuvumo, dushobora gutsindanishirizwa n'ukwizera maze tugahinduka abana ba Aburahamu" (Riddlebarger 2003: nticashizwe ahabona). Igituma yakoze ivyo cavuzwe ku **murongo wa 14**, ni ukuvuga, yuko muri Kristo tuzoharonka imigisha ya Aburahamu, mu buryo budasanzwe, isezerano rya Mpwemu Yera.[16] Mu yandi majambo, Kristo yahindutse umuvumo kubwacu kugira ngo turonke imigisha yasezeraniwe Aburahamu, kubera yuko iyo twimatanije na Kristo mu kwizera duca tuba abana ba Aburahamu b'ukuri.

Ku rundi ruhande, kwanka ko Kristo yikwije kandi yakoze vyose hamwe n'ivyo yashikije ku musaraba—kuvuga ko ikindi kintu cose canke congeye ku kwizera ivyo Kristo yakoze ko ari ngombwa kugira ngo umuntu ashobore kuronka agakiza (nk'uko abizera idini ry'Abayuda ari ko bariko barabigira)—ni ukwishira munsi y'umuvumo. Garlington arasigura igituma: "Gus. 21.23 na 27.26 hafatanye n'umuvumo wa [Pawulo] wo

[16] Isezerano rya mbere ry'intango Imana yagiriraniye na Aburahamu ntiryavuze Mpwemu Yera. Yamara, "Pawulo yiyumviriye ko kuzoshitswa kw'iryo sezerano nkuko ryavuzwe aho hejuru ko kuzova ku kuzohabwa Mpwemu kuri abo bose bafise ukwizera. Biragaragara yuko iciyumviro ca Pawulo c' umugisha n'umuhezagiro w'ukuzotsindanishirizwa ari imvugarimwe (nubwo kimwe ari co catanguye kubaho) n'ukwakira Mpwemu. Ni co gituma imigisha y'isezerano, uguharirwa ivyaha, uguhabwa ukugororoka n' "uguhagarara ushize amanga" imbere y'Imana, hamwe n'Ingabire ya Mpwemu Yera, bituzako biciye mu gikorwa ca Yesu n'ugupfa kwiwe kandi bironkeka *gusa* biciye mu kwizera." (Riddlebarger 2003: nticashizwe ahabona)

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

muri Gal. 1.8-9, ushobora gushikirizwa gurtya, 'Arakavumwa umuntu wese atumvira ubutumwa bwiza'. Nkuko biri, umuntu arashobora kuvuga ati, Si 'umuvumo w'ivyagezwe gusa', ariko hongeyeko 'n'umuvumo w'Ubutumwa Bwiza', umuvumo watuwe kuri abo bahindukirira, bagasubira ku vyagezwe vyari vyararenzweko. Ni co gituma mu buryo bw'agakekezo, umuvumo w'ubutumwa bwiza ni umuvumo w'ibihe vy'iherezo vy'ivyagezwe vyashizwe ku bantu bakabihitamwo aho uguhitamwo Kristo w'ivyo Pawulo atangaza, yamamaza." (Garlington 1997: 119)

Hariho ibintu bibiri bigaragara kuri ibi:

- Ubwa mbere, ku **murongo wa 14** Pawulo avuga yuko Imana yari yarasezeranye kuzoha umugisha Abanyamahanga (canke "ibihugu") biciye muri Aburahamu (raba **Gal 3: 8**; raba kandi **Ita 12:3; 17:4-6; 18:18; 22:18; Ivyak 3:25**). Inyuma y'ukuvuga ku Mugisha wa Aburahamu uzoshika ku Banyamahanga, Pawulo aca abandanya avuga ati *"kugira ngo <u>turonke</u> isezerano rya Mpwemu biciye mu kwizera."* Mbere n'ubwo Pawulo ubwiwe yari Umuyuda, yariko ariringanisha n'Abanyamahanga—mbere na we ubwiwe yiyise umunyamahanga. Ivyo bigaragaza ububasha bukomeye bw'ubutumwa bwiza. Nk'uko Pawulo mu nyuma azovuga, *"Ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki, ntihashobora kuba umushumba canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore, kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu"* (**Gal 3:28**; raba kandi **Kol 3:11**). Ibi ni vyo vyerekana igituma Abakwirikira idini ry'Abayuda na Petero bari bihenze cane muri **Gal 2:11-14**. Mu kwigungirako n'ugukumira abandi vyari binyuranije n'ubutumwa bwiza. Ni ko bimeze no ku wo ari we wese ashaka gukumira abandi mu buryo ubwo ari bwo bwose mw'ishengero canke no mu bakristo (uburorero, gukumira abanda bivuye ku rukoba, ubwoko, ivyo umuntu atunze, n'inkomko yiwe, canke n'ibindi bintu nk'ivyo umuntu yoharurirako).
- Ubwa kabiri, ikidushira munsi y'umuhezagiro w'Imana canke munsi y'umuvumo w'Imana "si ivyo ukora kurusha impwemu yagusunitse kubikora. Ugukebwa gushobora kuba 'igikorwa c'ivyagezwe' [**Gal 2:1-5**] canke igikorwa c'urukundo ciburuka kivuye mu kwizera [**Ivyak 16:3**]. Kwishira munsi y'umuzigo w'ivyo wemerewe gufungura n'ivyo utemerewe gufungura kubera witwa ko uri muri Mpwemu bishobora kuba 'igikorwa c'ivyagezwe' [**1 Kor 8:7**] canke igikorwa c'umwidegemvyo c'urukundo kivuye mu kwizera [**Rom 14:21; 1 Kor 8:13**]. Kwigisha abana bo ku w'Imana, kuvuga ubutumwa, ukuja mu mabarabara kwiyamiriza ugukorora inda ku bushake, ukwiyamiriza gukoresha ibirwanishwa ruhonyanganda, gusangira ibifungurwa muri metro, akazi kawe bwite—ivyo bintu vyose *bishobora* kuba 'ibikorwa vy'ivyagezwe' dukora mu nguvu n'inkomezi zacu, kugira ngo twigarurire ikiganza ciza c'Imana n'ukugira neza kw'Imana, canke bigakorwa mu guca bugufi twishimikije inkomezi duhabwa n'Imana ku buntu kugira ngo muri vyose icubahiro kiyigarukeko. Ingingo y'umuvumo canke y'umugisha ivana n'*ukugene* twumviye [canke, umuntu arashobora kuvuga ati, *Igituma* wumvira] n'uwuhabwa icubahiro." (Piper 1983a: nticashizwe ahabona)

- **<u>3:15-24—</u>**<u>Intumbero z'Ivyagezwe.</u>

Mu bigabane bitatu bikurikira Pawulo abandanya avuga ku nsiguro y'Isezerano rya Aburahamu n'Ivyagezwe vya Mose mu gikorwa ca kahise k'ugucungura. Ni ngombwa ko turaba ingene Imana yita ku bijanye na Aburahamu na Mose vyari bishingiye ku mahame abiri atandukanye. Imana yahaye Aburahamu *isezerano*; Imana yahaye Mose *lvyagezwe. Isezerano* ni imvugo y'Imana, "nzogira iki nzokora iki …"; *lvyagezwe* bivuga, "ura…" na "ntuka…" *Isezerano* rikwiye *kwizerwa*; *ivyagezwe* bikwiye *kwumvirwa*. Ikindi, igihe Isezerano rya Aburahamu ryaterwako igikumu n'Imana ubwayo ni yo yabaye icemezo c'uko Isezerano rizoshitswa (raba **Ita 15:7-18**; Menn n.d.: Ita 15:1-18 "Ubuvugishwa, ubuhanuzi burengeye ubundi bwose muri Bibiliya yose"). Ku rundi ruhande, Abisirayeli bararahiye ko *bazoshitsa* Ivyagezwe vya Mose (**Kuv 24:3**). Ico Pawulo ashaka kuvuga ni uko Ubukristo ari idini rya Aburahamu. Nk'uko tuzobibona, ivyagezwe vyari bifise intumbero, ariko isezerano n'ivyagezwe ntibitegerezwa kwitiranywa canke kuvangwa.

- **<u>3:15-18—</u>**<u>Ivyagezwe ntibishobora gukuraho Isezerano rya Aburahamu.</u>

[15] Bene Data, ibi ndabivuga nk'imvugo y'abantu. Isezerano, naho ryoba ari iry'umuntu gusa, iyo rishinzwe nta muntu arikuraho, canke aryongerako. [16] Nuko Aburahamu ni we yasezeraniwe amasezerano, bo n'uruvyaro rwiwe. Ntiyavuze it' "Imvyaro", nk'ukuvuga benshi: yamara yavuze nk'uvuga umwe, iti "Ni uruvyaro rwawe"; ni rwo Kristo. [17] Ariko ico mvuze ni iki: isezerano ryabanje gushingwa n'Imana, ivyagezwe vyaje hashize imyaka amajana ane na mirongwitatu, ntivyorikuraho ngo bihindure ubusa iryo sezerano. [18] Kukw'ivy'umwandu uzanwa n'ivyagezwe, woba utazanywe n'isezerano: arikw'Imana yawuhaye Aburahamu, iwumusezeraniye.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Ijambo “isezerano” mu Kigiriki ni *diathēkē,* rikaba ari na ryo jambo rikoreshwa ku “kuraga” canke ku “isezerano.” Igihe Pawulo atangura iki kigabane mu kuvuga yuko avuga mu rurimi rw’imigenderanire y’abantu, ico umuntu yavuze, yaraze ni co abasoma ivyo yanditse bategerezwa kuba bari bafise mu mutwe. Insiguro y’ibi ni uko ats wundi muntu n’umwe ndetse nyene kuraga ashobora guca iruhande y’iryo sezerano canke kurikuraho canke kurihindura kandi hafatiwe “ku mategeko ya kera, mbere na nyene kuraga ntiyashobora gukuraho ivyo yavuze canke ngo avyongerko ico ari co cose” (Mikolaski 1970: 1098). Ibi ni ngirakamaro mu buryo butatu bufitaniye isano:

- Ubwa mbere, kubera ivyipfuzo canke ubushake bw’umuntu butashobora gushirwa hampande canke guhinduka, none Isezerano ry’Imana ni ryo ryohinduka.
- Ubwa kabiri, **umurongo wa 16**, nubwo ijambo “uruvyaro” (co kimwe n’ijambo “intama”) bishobora gufatirwa ku murwi canke iryo jambo rikaba riri mu rudende, Pawulo arasigura neza yuko Isezerano Imana yagiriranye na Aburahamu ko ritavana n’abazokomoka ruvyaro rw’umubiri rwa Aburahamu (abazomwamukako) ariko rironka ugushitswa kwaryo mu ruvyaro rudasanzwe rumwe gusa, urwo na rwo ni, Kristo. Ico Pawulo yashaka kuvuga ni uko, naho Abisirayeli bari kuba barashoboye gushitsa ivyagezwe (ivyo nta vyo bashoboye na gato), ntibari kuba abashikije iryo Sezerano. Ahubwo, “Isezerano rya Aburahamu ryari gushitswa biciye mu mucunguzi, bidaciye mu mirongo myinshi y’amategeko akwirikizwa na benshi” (McClelland 1989: 1013).
- Ubugira gatatu, **imirongo ya 17-18** yerekana yuko isezerano n’ivyagezwe ari ibintu bibiri bitandukanye; bifise intumbero zitandukanye kandi bifise ibikorwa bitandukanye. “Isezerano [“ubugombe” bw’Imana canke umurage n’ivyo Imana yasezeraniye Aburahamu] ni ivya Aburahamu n’uruvyaro rwiwe. Vyaje mu buryo bw’ingabire kandi biha abo bose babifisemwo uruhara uburenganzira bwo kuba ba samuragwa. Uwaraze ni we avuga uwuzomutorana, uwo azoraga kandi abitunganya mu buryo bw’uko igihe gikwiye gishitse azoca aronka ico kintu yarazwe, azoca atorana ico kintu yarazwe (Gal. 4:2).” (Zodhiates 1993: *diathēkē,* 427). Kubera yuko umurage ushingiye kw’isezerano n’ukwizera, ivyagezwe bihabwa uwundi muntu mu nyuma [Mose n’igihugu ca Isirayeli] ntibishobora gukuraho isezerano ryateweko igikumu mbere yaho kandi n’isezerano n’uburenganzira bw’ukuzoragwa, bw’ukuzotorana umwandu, umurage vyatanzwe n’iryo sezerano.

- **3:19-22—**Ivyagezwe bigaragaza ko turi abanyavyaha.

  [19] Nukw ivyagezwe ni ibiki? Vyageretsweko kubw’ibicumuro, ngo bigumeho kugeza aho uruvyaro ruzozira rwasezeranywe ivy’isezerano: kandi vyahawe abamarayika kubigera, na bo babiha umushikirwa w’amajambo. [20] Ariko umushikirwa ntaba uw’umwe, yamara Imana ni imwe. [21] Mbega ivyagezwe birwanya amasezerano y’Imana? Eka na mba! Iyo haba hariho ivyagezwe vyashinzwe bishobora kubeshaho abantu, n’ukuri ukugororoka kuba kwarazanywe n’ivyagezwe. [22] Ariko ivyanditswe bivuga yuko vyose vyugaranywe ngo biganzwe n’icaha, kugira ngo abizera bahabwe ivyasezeranywe biheshwa no kwizera Yesu Kristo.

Kubera Pawulo ahejeje kutubarira ico ivyagezwe bidashobora gukora, ubu aca asigura ico ari co intumbero y’ivyagezwe. Ku **murongo wa 19** avuga yuko ivyagezwe *“vyageretsweko kubw’ibicumuro.”* Riddlebarger asigura ati, “Pawulo ntariko araduha *impamvu* z’igituma Imana yatanze Ivyagezwe, ‘kubera ibicumuro,’ariko ahubwo, Pawulo ariko araduhishurira ingaruka z’uko Imana yaduhaye ivyagezwe, mu yandi majambo ‘gutuma ikosa riba icaha mpanwa n’amategeko.’ Ibi bisigura yuko ivyagezwe atari twebwe twabihawe kugira ngo bikosore ukuba abanyavyaha. Ahubwo ivyagezwe twabihawe kugira ngo bigaragaze ko turi abanyavyaha.” (Riddlebarger 1998a: 4-5) Ibi vyerekanwa n’ikoreshwa rya Pawulo ry’ijambo “vyageretsweko.” Mu yandi majambo, abantu baja ari abanyavyaha imbere yuko ivyagezwe “vyageretsweko,” ariko ivyagezwe bihishura yuko ivyaha vyacu vyari mu kuri “ibigabitanyo,”mu yandi majambo, umugumuko ku bugombe bweranda n’ububasha bw’Imana ubwayo.

Pawulo rero yerekana ko Ivyagezwe vya Mose vyari hasi ugereranije n’isezerano ryahawe Aburahamu. Akora ivyo mu bvuryo butatu:

- Ubwa mbere, avuga yuko Ivyagezwe vyari ivy’igihe gito, mfatakibanza gusa. Ivyagezwe vya Mose vyakoze ngo *“bigumeho kugeza aho uruvyaro ruzozira rwasezeranywe ivy’isezerano.”* Urwo “ruvyaro,” nta nkeka, yari Kristo. Ibi bisigura yuko abo bose bagerageza gushira Abakristo munsi y’Ivyagezwe vya Mose ahanini ntibatahura na gatoya ingene kahise k’agakiza hamwe n’integuro y’Imana y’ugucungura.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Kameremere k'imfatakibanza k'Ivyagezwe vya Mose ni igice gikomeye c'ukugene kahise k'ugucungura kameze Pawulo yatanguye ashimikirako mu **gice ca 2** hamwe no mu ntango y'**igice ca 3**.

- Ubwa kabiri, gufatira ku "muhuza" mu **mirongo ya 19-20** nta nkeka ko yafatiye kuri Mose (raba **Kuv 20:19; 32:10-14; Gus 5:5**). Ico agomba gushikiriza ngaha gisa n'uko ari uko "ivyagezwe vyahawe abantu biciye mu buryo butarashe, uburyo b'umuntu abanje kubahuza, aho guca ku Mana ubwayo, nk'uko vyagenze ku vyabaye mw'Isezerano Imana yasezeraniye Aburahamu. Ni co gituma, muri ubu buryo, Pawulo ashobora kuvuga yuko ivyagezwe biri munsi, bitaringaniye n'isezerano." (Riddlebarger 1998a: 5) Icongeyeko, "uwo muhuza aserukiye abantu nk'abari munsi y'itegeko ryo kubumbatira Ivyagezwe. Ntahuza kubw'Imana (imana ni 'imwe') ariko abantu ku bantu (abo na bo bakaba ari 'benshi', umurongo wa 20). Kubera ari umuhuza w'isezerano kubwa benshi ('imvyaro') iri sezerano si umurongo w'isezerano ryahawe Aburahamu aserukiye umwe 'uruvyaro'). Ni co gituma Ivyagezwe vyari ivy'imfatakibaza gusa, vyashizweho gushika ukuzoza kw'uruvyaro kuzobaho (umurongo 19b)." (Belleville 1986: 55-56)
- Ubwa gatatu, ivyagezwe *ntivyashoboye "gutanga ubugingo"* (raba kandi **2 Kor 3:6**); iyo ivyagezwe vyari kuba vyarashoboye gutanga ubugingo, *"n'ukuri ukugororoka kuba kwarazanywe n'ivyagezwe."* Iki ni iciyumviro gikomeye, ku bizera idini ry'Abayuda bose bo mu gihe ca Pawulo hamwe n'irindi dini ryose rishinmgiye ku mategeko. Ivyagezwe vya Mose canke ayandi mategeko yashinzwe n'abana b'abantu, ivyihanikirijwe, canke ivyangenderwako bibwira abantu gusa ivyo bakwiriye gukora n'ivyo batemerewe gukora. Yamara, ivyagezwe ntibiha abantu ubushobozi bwo kwumvira kuvyumvira. Ivyagezwe nta na kimwe bikora kugira ngo bihindure ivyipfuzo vy'icaha vy'umutima ari na wo icaha giturukamwo (raba **Mat 15:16-19; Mariko 7:14-23**). Mbere nk'uko Pawulo abivuga mu ba **Rom 5:20** na **Rom 7:5, 8, 11** yuko ivyagezwe mu vy'ukuri ari vyo bikabura ivyipfuzo vy'ugucumura kandi mbere bikarwiza ibigabitanyo! Kubw'ivyo, ivyagezwe ntibishobora kandi ntibikiza abantu.

Ku **mirongo ya 21-22** Pawulo ahereza iki kigabane aho yari yagitanguriye ku **murongo wa 19**. Ku **murongo wa 21** avuga yuko ivyagezwe bitanyuranije n'amasezerano y'Imana. Ahubwo, nkuko yavyerekanye ku **mirongo ya 17-18**, Pawulo ariko aravuga mu **mirongo** ya **21-22** yuko intumbero, ihangiro n'igikorwa c'Ivyagezwe bitanyuranije ariko ko atari bimwe mu ntumbero n'igikorwa c'isezerano. Ivyagezwe vy'Iman a, nk'uko bivugwa mu Vyanditswe, vyagaragaje ubugombe bwayo. Aho rero vyerekana yuko "abantu bose ari abana ba Adamu, abo na bo igihe cose haba mu vyiyumviro, haba mu majmbo, haba no mu bikorwa, bavyishakiye, mu bugarariji kandi mu buryo bubandanya, baguma bahonyanga barenga ubugombe bw'Imana bwahishuwe, kandi bikabagira imbohe n'inyagano z'icaha. Ivyagezwe bituma twese tuba 'imbohe' z'icaha." (Riddlebarger 1998a: 6; raba **Rom 3:9-20**) Kubera yuko turi abanyavyaha tudashobora kwikiza no kuzibukira kuba abanyavyaha tuvyishoboje, turi munsi y'urubanza rw'Imana.

Ingorane kw'isi yose z'umwana w'umuntu (ukuba abaja kwacu n'ukubohwa n'icaha) bijanye n'isezerano ry'isi yose ry'isezerano ry'ugucungurwa: *"kugira ngo isezeranor twaronse mu kwizera muri Yesu Kristo rishobore guhabwa abizera."* Mu yandi majambo, kubera abantu bose bari mu buja bw'icaha, intumbero imwe y'ivyagezwe ni ukudutera kubona ko turi abanyavyaha kandi ko tudashobora kwikiza ubwacu na gatoya. Tumaze kubona yuko "tudashobora kuzoja mw'ijuru hashingiwe ku kintu na kimwe kiri muri twebwe canke kubera ikintu na kimwe twoba twarakoze" (Riddlebarger 1998a: 8), rero intumbero ya kabiri y'ivyagezwe ni ho ica iboneka: ivyagezwe bitwereka yuko, kugira ngo dushobore gushika mw'ijuru, dutegerezwa kuronderera inyuma yacu, imbere muri twebwe ntibishoboka—turakeneye umukiza. Muri make, dufatiye ku **murongo wa 22**, ivyagezwe rero biturangira umuti w'ingorane zacu, ni ukuvuga, *"isezerano ry'ukwizera Yesu Kristo."* Ukudashobora kwacu kutarenga ivyanditswe kandi n'ukudashobora kw'ivyanditswe gutanga ubugingo bituma isezerano ry'ukwizera Yesu Kristo ritokwipfuzwa gusa ariko ahubwo riba ngombwa twanka twakunda! Izo ntumbero zibiri rero z'ivyagezwe zigenda zibangikanye (mu yandi majambo, guhishura ko turi abaja, inyagano z'icaha kandi no kutwereka uburyo dushobora kuva muri ako kaga biciye mu kwizera Kristo) vyategerezwa kudutuma "twumva" uburemere bw'ivyaha vyacu n'ukugene tudashobora kwikiza na gato ariko kandi tukabona Kristo n'ivyizigiro vyacu vy'agakiza kurushiriza kuba vyiza. Ivyo birafise ingaruka ikomeye mu migenderanire yacu tugiranira n'abandi, "ni igihe conyene uburake bw'Imana n'uguhora kwayo biba bineneshejwe hejuru y'imitwe y'umwansi wacu w'ukuri tubona gutahura insiguro y'urukundo no kubaharira bishobora gukora ku mitima yacu" (Bonhoeffer 1997: 157).

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

- **3:23-24—**Ivyagezwe vyari umurezi adushitsa kuri Kristo.

  [23] Ariko ukwizera kutaraza, twarindwa n'ivyagezwe, twugaranywe turindiriye ukwizera kwagira kuze guhishurwe. [24] Uko ni ko ivyagezwe vyatubereye Umurezi aturera akadushikiriza Kristo, ngo dutsindanishirizwe n'ukwizera.

Iyi mirongo ishimangira ibija vyaravuzwe mu **mirongo ya 19-22**, ahanini, yuko ivyagezwe vyatugumiza mu buja kandi ko vyari ivy'igihe gito, ivy'imfatakibanza gushitsa Kristo aje (**imirongo ya 23-24**). Raba neza **imirongo ya 23-24** iguma yerekana itandukaniro riri hagati y' "Ivyagezwe' n' "ukwizera." Pawulo yarashizeho iryo tandukaniro kenshi muri ico **gice ca 3**. Mu kuguma yerekana yuko "ivyagezwe" n' "ukwizera" birwananya, ariko arerekana yuko abizera idini ry'Abayuda (canke idini iryo ari ryo ryose rishingiye ku bikorwa ivyo ari vyo vyose) batandukanye n'ukugene Ubukristo ubwabwo bumeze, aho agakiza hamwe n'imigenderanire y'umuntu n' Imana bidafatiye ku vyagezwe canke ku bikorwa vy'umuntu ariko bifatiye kw'isezerano ry'Imana kandi ko vyakirwa mu buntu bw'Imana biciye mu kwizera kwonyene.

Iyo mirongo yongerako ikindi kintu gikomeye cerekeranye na kamere k'icaha, ni ukuvuga, yuko ivyagezwe vyari "umurezi" wacu (canke "umuyobozi w'ishuri" canke "umubwirirza" canke ni vyo "vyatuganza"). Ijambo "umurezi" ("umuyobozi w'ishuri"; "umubwiriza"; "kuganzwa") ni ijambo ry'Ikigiriki risobanura *paidagōgos.* Umu *paidagōgos* "yari umuja yaba mu rugo, igikorwa ciwe cari ugukwirikirana n'ugucungera n'ukuraba ibikorwa vy'abana mu muryango guhera bakiva mu bwana kugeza bakuze, mu Kirundi cacu twobita abayaya. . . . Uwo muja vyongeye ni we yatoza, yaha indero nziza abo bana hamwe n'ukubigisha ukugene bakwiye kwifata, ibibereye n'ibitabereye. Ico gikorwa co gucungera carimwo gukankamira no guhana ingeso mbi n'ukwigenza nabi. . . . Umwana yari munsi y'ugucungerwa n'umu *paidagōgos* wiwe guhera mu masaha yose yose uwo mwana aba ari maso. Ariko, igihe uwo mwana aba akuze, yaca akurwa munsi y'uwo murezi, munsi y'uwo mu *paidagōgoi* wiwe; ivyo vyagezwe 'ntivyaba bikimuganza'." (Belleville 1986: 59-60; raba kandi Danker 2000: *paidagōgos,* 748).

Gufatira ku vyagezwe nka *paidagōgos* vyongeye hashira umuco mu gikorwa c'ugucungura ca co muri kahise. Nk'uko vyagenda canke vyari biri kuri *paidagōgos* mu kibano c'Abagiriki n'Abaroma, "Ivyagezwe [vyatugumiza] munsi y'umurezi abifitiye ububasha. Uwo murezi ni we yamenya umwidegemvyo wacu kandi yawucungera mu bigize ubugingo bwacu bwose. . . . [twari] 'munsi' y'ububasha bwavyo. [Kwari] ugucungerwa kwiza kandi gukwiriye kubera [twari] mu kibariro c'ivyaha vyari bifise ingaruka kuri twebwe." (Belleville 1986: 60) kuba *"munsi y'umurezi paidagōgos"* (**Gal 3:25**) bishingira cane ku kugene ari ukuba *"munsi y'ivyagezwe"* (**Rom 6:14-15; 1 Kor 9:20; Gal 3:23; 4:4-5, 21; 5:18**), *"munsi y'umurezi n'umuzezwabintu"* (**Gal 4:1-2**), *"munsi y'ivya mbere vyo mw'isi"* (**Gal 4:3**), kandi *"bari munsi y'umuvumo"* (**Gal 3:10**), kubera twari *"munsi y'icaha"* (**Gal 3:22**).

Uko ni ko abantu bari bari (cane cane Abisirayeli bo mw'Isezerano rya Kera) imbere yuko Yesu aza mw'isi. Abisirayeli bari bakiri abana mu mugambi w'agakiza w'Imana, kandi kubera icaha cari muri bo, bari bakwiriye umurezi n'ugutozwa indero n'ivyagezwe kugira ngo bitegure abo bana bibategurira ukuzoza kwa Mesiya n'umukiza, umucunguzi, Yesu Kristo. Mu buryo bwo muri rusangi, uko ni ko abantu bose batarahinduka mu mutima bipfuza gushingira no gufatira ku vyagezwe n'abana b'abantu, ivyashizwe n'amategeko y'abana b'abantu, ivyihanikirijwe hamwe n'ibikorwa vyabo bwite kugira ngo baronke kwemerwa n'imana. Pawulo rero ahindukirira ikiringo c'uguhindura ibintu c'ukuza kwa Kristo mw'isi muri iki kigabane gikurikira.

- **3:25-4:7—**Muri Kristo ntitukiri abaja canke abana bakiri munsi y'umurezi, umubwiriza, ariko twaracunguwe, turi ba samuragwa, abahungu n'avbaraganwa ba Data.

  [25] Ariko ukwizera ko kwaje, ntitukirerwa n'umurezi. [26] Mwese muri abana b'Imana kubwo kwizera Kristo Yesu. [27] Kuko mwese ababatirijwe kuba aba kristo mwambaye Kristo.. [28] Ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore; mwese muri umwe muri Kristo. [29] Ko muri aba Kristo, muri uruvyaro rwa Aburahamu, muri abararagwa nk'uko vyasezeranywe.

  4 [1]Ariko mvuga yuko Samuragwa, iyo akiri umwana, ata co atandukanako n'umugurano, naho ari we nyen'ibintu vyose, [2] Ariko aganzwa n'abamuzigama n'ababwiriza kugeza mu kibariro cashinzwe

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

na se. [3] Natwe ni uko: tukiri abana twari tujakariye ivya mbere vyo mw'isi. [4] Maze igihe gikwiye gishitse, Imana ituma Umwana wayo, yavyawe n'umugore, kandi yavutse aganzwa n'Ivyagezwe, [5] ngo acungure abaganzwa n'Ivyagezwe, biduheshe gucika abana bayo. [6] Kandi kuko muri abana bayo, Imana yatumye Mpwemu w'Umwana wayo mu mitima yacu, ataka ati, Abba! Data!" [7] Ni co gituma utakiri umugurano, ariko uri umwana wayo, kandi ko uri umwana wayo, uri umuragwa, ubihawe n'Imana.

Muri iki kigabane, Pawulo yerekana ingaruka z'ukuza kwa Kristo mw'isi afatiye ku migenderanire yacu dufitaniye n'ivyagezwe. Maze aca abandanya agaragaza ingaruka z'uko Kristo yaje mw'isi afatiye ku migenderanire dufitaniye n'Imana n'abandi bantu.

Umurongo wa 25 uca utangaza ikintu kidasanzwe, *"Ariko ukwizera ko kwaje, ntitukirerwa n'umurezi."* Mu yandi majambo, "igihe co kwifatira ibintu mu maboko carashitse, igihe co gukura carashitse. Igihe c'ivyagezwe nka *paidagōgos* carashize, cararenze." (Belleville 1986: 60) Ukwizera kurashobora gukora ico Ivyagezwe bitigeze bishobora gukora. Impamvu ni uko *igituma* twizera—Yesu Kristo—ni uko yashoboye kudukorera ivyo tutari dushoboye kwikorera. Yavutse *"aganzwa n' y'ivyagezwe"* (**Gal 4:4**), ariko ni we wenyene atigeze acumura kandi yashikije neza ivyagezwe. Ico ni co gituma intumbero nyamukuru y'ivyagezwe kwari *"ukuturera bikadushitsa kuri Kristo"* (**Gal 3:24**). Ntitukiri *munsi* y'ivyagezwe kubera yuko *tutagikeneye* ivyagezwe ngo biducungere nk'umurezi wacu. Ivyagezwe vyashikijwe n'Umwami wacu musha w'ukuri uwo twifatanije mu kwizera (mu yandi majambo, ubu *"twambaye Kristo,"* **Gal 3:27**; *"muri Kristo Yesu,"* **Gal 3:28**; *"turi aba Kristo,"* **Gal 3:29**). Ico Kristo yakoze ni co gatimatima ka kahise. Kubw'ivyo, urutonde rwose rw'abizera idini ry'Abayuda—rwo kwemeza Abakristo ko, mu vy'ukuri, bakwiye kwongera kwishira munsi y'Ivyagezwe vya Mose mu kwemera kubanza gukebwa hamwe n'iyindi miico n'imigirwa y'Abayuda isabwa n'Ivyagezwe—si ubusazi gusa, kubera igihe ivyo vyakorwa, vyasabwa carashize, cararenzweko, ariko ni nk'uko bahinduye, batembagaje umugambi wosewa kahise k'ugucungura hamwe mbere n'intumbero y'Ivyagezwe ubwavyo!

Nubwo **Gal 3:25** hatwereka yuko ugutsindanishirizwa n'ukwizera Kristo bisigura yuko tutakiri *"munsi y'ivyagezwe"* ariko turi muri *"Kristo,"* **Gal 3:26—4:7** biduha inyungu zine z'ivyo ukuba muri Kristo bisigura kuri twebwe imigenderanire yacu dufitaniye n' Imana hamwe n'iyo dufitaniye n'abandi bantu.

- Ubwa mbere, muri Kristo twese turi *"abana b'Imana"* (**3:26-27; 4:5-7**).[17] Dufatiye ku vyariko biraba, ikoresha rya Pawulo rya "nti**tu**kiregwa" **Gal 3:25** na "mwese" muri **Gal 3:26-27** ahanini bifatira ku Bayuda no ku Banyamahanga. Riddlebarger avuga ati, "Yesu Kristo ni we ahuza Abayuda n'Abanyamahanga akabahuriza mu mubiri umwe biciye mu kwizera kwonyene. Ariko ni abakurikira idini ry'Abayuda bobo barondera kurema ibice hagati y'Abayuda n'Abanyamahanga. Ibi birasigura agace igituma utwigoro tw'abizera idini ry'Abayuda bagerageza gutandukanya ivyo Imana yateranije mu mubiri umwe, vyagaragara ko vyari bibangamiwe n'intumwa yagomba kubisambura." (Riddlebarger 1998b: 1-2)

  Abo Pawulo yita ko bari muri Kristo *"abana b'Imana"* barangana baba abagabo canke abagore; kanatsinda, ivyo birafise insiguro nini cane cane ku bagore. Igituma ni uko muri Isirayeli yo mw'Isezerano rya Kera, abahungu bonyene nibo bararwa, batorana ubutunzi bwa se; abakobwa batorane ubutunzi bwa se igihe conyene uwo se yapfuye ata muhungu asize (**Guh 27:1-11; Yosuwa 17:3-6**). Ubu, muri Kristo, abagore barangana n'abagabo nk' *"abana b'Imana"* kandi *"ni abaraganwa b'ubuntu bw'ubugingo"* (**1 Pet 3:7**). Muri **2 Kor 6:18** Pawulo akoresha isezerano Imana yagiriraniye na Dawidi n'ishengero. Muri uwo murongo yabura **2 Sam 7:14**, aho Imana yatanze isezerano ryerekeranye n'umwana/ umuhungu wa Dawidi Salomo (*"Nzomubera Se, na we ambere umwana"*). Yamara, Pawulo yarahinduye uko ayo majambo y'iryo sezerano yanditse ayahindura aya *"Nzobabera So, namwe muzombera abahungu n'abakobwa."* Akora ivyo kugira ngo ashimangire ukuringanira kw'abantu bose—abagabo n'abagore—ubu bose ni "abana" b'Imana muri" muri Kristo.

  Gal 4:5 herekana ikindi kintu gikomeye c'ico igihe havuga kuri Yesu aducungura *"kugira ngo biduheshe gucika abana bayo."* Guhinduka umwana yemewe mu rugo atari rwo yavukiyemwo bivuga ko twemewe tugashirwa mu muryango w'Imana. Ni co gituma, gushirwa mu muryango w'Imana birengeye ugutsindanishirizwa (agakiza). Ugutsindanishirizwa gufatiye ku guhinduranya mu vy' "amategeko" imbere y'Imana, mu yandi majambo, twebwe twari twaciriwe urubanza rw'ugupfa nk'abanyavyaha ubu twabonetse

[17] Pawulo afatira ku mubatizo muri **Gal 3:27** kubera "ari umubatizo utwinjiza mw'ishengero rya Kristo kubera umubatizo ni ikimenyetso kigaragara n'ikidodo c'ikintu c'impwemu kitagaragara, ni ukuvuga ukunagurwa n'uguharirwa ivyaha. . . . Ni co gituma, mu kwizera amasezerano y' Imana yahawe abantu bayo, uwabatijwe akwiye gufatwa nk'uwanaguwe kandi nk'aho ivyaha vyabo vyahariwe." (Riddlebarger 1998b: 2). Canke, tubivuze mu yandi majambo, ukwizera *kuzigama* ukwifatanya kwacu na Kristo; ukubatizwa ni kwo *kubisigura*.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ko “turi abera”, twejejwe, twakuweko icaha kubera Kristo yikoreye ivyaha vyacu maze ariha ikiguzi twari kuriha, yikorera ivyaha vyacu. Gucika abana birafise akantu k’ivy’amategeko, mu yandi majambo, ubu mu mategeko turi abagize umuryango musha. Ariko ugucika abana birarengeye ivyo. Aho ugutsindanishirizwa vyerekeranye n’Imana itsindanishiriza abantu mu bubasha bwayo nk’umucamanza wacu, ugucika abana kwerekeranye n’ Imana mu bubasha bwayo nka Data wa Twese. Iciyumviro c’umuryango, urukundo, ukwegerana, n’ukwiyumvanamwo ivyo vyose ni vyo bigize iciyumviro c’ugucika abana no kwemerwa muri uwo muryango. Nk’abana b’Imana rero bemewe mu muryango wayo, “twebwe muri kamere kacu twari dukwiye kuba abana b’uburake bw’Imana kandi tukaba munsi y’umuvumo w’Imana, ntitube mw’isezerano ry’umugisha wayo, ubu turashobora kwegera Imana mu bucuti bushika” (Ico gitabu nyene: 7).

Iciyumviro co kwemerwa mu muryango ni co gatimatima k’ Ubukristo ubwabwo. Iki ni co kindi gituma ivyo Pawulo avuga mu b’i Galatiya hose bishingiye cane kuri kahise k’agakiza, kahise k’ugucungura. Ni co gituma ugucika abana ari ihangiro ry’uko yabigomvye kuva kera (**Ef 1:5**). Ukwuzura kw’igikorwa c’Imana c’ugucungura muri Kristo kigaragarira mu kugene twacitse abana, tukemerwa mu muryango w’Imana (**Gal 4:4-5**). Urukundo rw’Imana rutagira akagero (mu guhindura abaja abana) bigaragarira mu kwemerwa mu muryango w’Imana (**Gal 4:6-7; 1 Yohana 3:1**). Igikorwa ca Mpwemu Yera cerekanirwa mu majambo yo gucika abana (**Rom 8:15**). Kandi ivyo bizoshika hera ndaheza mu gihe c’ugushitswa hera ndaheze kw’integuro y’Imana kuri twebwe nk’uko twabivuzeko mu majambo y’ukugirwa n’ugucika abana, tukinjizwa mu muryango w’Imana (**Rom 8:23**).

Hariho ingaruka zigaragara z’ivyo. Gushira ku mutima akamaro k’ukwakirwa mu muryango n’ugucika abana—na cane cane ko Imana itugira abana bayo ikadushira mu muryango wayo—vyategerezwa kudutera kuba abashima, abitanga kandi tukaba abakristo b’abizigirwa. Ikindi, ubwizigirwa bwacu ntibukwiriye kwubakira ku gushima kwacu kw’ivyo Imana yadukoreye, ariko ubugingo bwacu bw’ubwizigirwa dutegerezwa kububaho kubwa Data kandi no kubw’ ico tuzoba n’umuryango mushasha twashizwemwo.

- Ubwa kabiri, muri Kristo twese turi umwe (**3:28**). Kamere kadasanzwe k’Ubukristo, ariko kanyuranije n’inyigisho zose z’abakwirikira idini ry’Abayuda, tukabona kavugwa ku **murongo wa 28**: *“Ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki, ntihashobora kuba umushumba canke uwidegemya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore, kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu”* (raba kandi **Kol 3:11**). Pawulo ariko arerekana neza yuko ata rukoba, ubwoko, indimi, igitsina, ubusumbasumbane mu butunzi canke izindi nzitizi zose mu bwami bwa Kristo canke ibisika canke ukwirema ibice mu bwami bwa Kristo. Mw’Isezerano ra Kera, Isirayeli bari “abantu b’Imana batoranijwe” (**Gus 7:6**). Mw’Isezerano rya Kera, Abayuda n’Abanyamahanga bari batandukanye. Mu Rusengero rugaragara hariho igisika kigaragara catandukanya Abayuda n’Abanyamahanga. Vyongeye hariho ahantu hatandukanye h’abagore n’ah’abagabo, abaherezi n’abandi bantu basanzwe. Mw’isengero risha ry’ukuri, ishengero ry’ukuri ry’urusengero, amacakubiri hagati y’Abayuda n’Abanyamahanga yarahomvowe. Bose hamwe *“nk’umuntu musha”* ishengerero ririko*“rikura rikaba ingoro yera mu Mwami”* (**Ef 2:11-22;** raba kandi **Rom 3:22; Gal 2:11-14**). Muri Kristo bose barangana, hatabanje kwitabwaho igitsina gore canke gabo, ubwoko, ivyo umuntu atunze, ubutunzi, ururimi, n’ibindi bintu bishobora kuranga umuntu ku rukoba (**1 Kor 12:13; Gal 3:28; Kol 3:11; Ivyah 5:9; 7:9**).

Ibi bibangabanganye n’uko ubwami bwa Kristo butagira imbibe. Igitabu c’Ivyahishuriwe Yohana cerekana yuko Kristo yaguze amaraso yiwe abagabo n’abagore bo *“mu miryango yose, no mu ndimi zose no mu moko yose, no mu mahanga yose”* (**Ivyah 5:9; 7:9**). Muri **Yohana 4:21, 23** Yesu yavuze ati, *“Igihe kija kuza, si kuri uyu musozi canke I Yerusalemu muzosengera Data. . . . Arikw igihe kiza, kandi kirashitse, ni ho abasenga b’ukuri bazosengera Data mu Mpwemu no mu kuri, kuko Data arondera abamusenga bameze bartyo.”* Yesu vyongeye yavuze ati, *“Aho babiri canke batatu bazoba bakoraniye mw’izina ryanje, nanje nzoba ndi hagati muri bo”* (**Mat 18:20**). Muri Kristo, abantu ntibategerzwa kuja mu nyubakwa (Itaberunakuro canke Ingoro) kugira ngo babone kwegera Imana; ahubwo, Imana ni yo jaje mu bantu bayo. Ingaruka z’ivyo ni uko ubu muri Kristo ingoro *ni* Urusengero rw’Imana (**1 Kor 3:9, 16-17; 2 Kor 6:16-7:1; Ef 2:21; 1 Pet 2:5; Ivyah 3:12**; raba kandi **Ivyah 13:6** aho ishengero ryitwa “ihema ryayo”).

Ishengero ritegerezwa kuba ubwami bw’abantu bose bangana. Muri Kristo turi umwe n’abantu bose b’Imana, kahise, kubu, na kazoza. Tugize umuryango munini n’ubwami bunini butagira imbibe canke ngo bugire imipaka n’urukoba. Ibi bitegerezwa kuba uko nyene kubera yuko uwo ari we wese—tutitayeho ubwoko, urukoba, igitsina gore canke gabo, igihugu, ururimi, canke ikindi kintu ico ari co cose cobatandukanya—ni “ukuba mu bwato bumwe”: twese turi abanyavyaha, tudashobora kwikirisha ikintu na kimwe coba muri twebwe canke ikintu na kimwe twokora. Twese dutunzwe n’ubuntu n’imbabazi za Yesu Kristo. Twese tubeshejweho gusa n’ico yadukoreye twese kubw’ivyo, ntidushobora “gukengera” canke gusobanura umuntu uwo ari we wese muri Kristo. Ivyo, nta nkeka cari co gituma Pawulo yategerezwa

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

guhangana na Petero amaso mu yandi mu b'i **Gal 2:11-14**. Nkuko twabibonye igihe twavuga kuri ico gisomwa, iki kibazo ni co kigize agatimatima k'ubutumwa bwiza. Ikibabaje, iki kibazo kibandanya kuba ikibazo gikomeye kw'ishengero mw'isi yose uyu munsi.

- Ubwa gatatu, Muri Kristo twese turi uruvyaro rwa Aburahamu (**3:29**). Imana yari yasezeraniye Aburahamu Uruvyaro canke abazomukomokako ("uruvyaro") ko bazoba *"nk'umukungugu wo kw'isi"* (**Ita 13:16**), canke nk*"inyenyeri zo kw'ijuru n'umusenyi wo kw'isesero ry'ikiyaga"* (**Ita 22:17**; raba kandi **Ita 15:5**). Ico Pawulo yakoze mu b'i **Galatiya 3** ni ukuvuga yuko mw'Isezerano rya Aburahamu, "uruvyaro" rw'ukuri rwa Aburahamu ni urw'impwemu (kuva mu kwizera), si urwokorakorwako (si urukomoka ku bana yavyaye). Avuga ivyo nyene mu ba **Rom 4:11-18** aho avuga yuko isezerano rya Aburahamu *"*ritatanzwe *biciye mu Vyagezwe, ariko ryatanzwe biciye mu kugororoka kw'ukwizera."* Yongeye kuvuga yuko mu **Rom 9:6-8** aho avuga yuko *"abamutse kuri Isirayeli atari bo b'Isirayeli bose," k*andi *"abana b'umubiri si bo bana b'Imana ariko abana b'isezerano (abakomotse mw'isezerano Imana yahaye Aburahamu) ni bo baharurwa nk'uruvyaro ['uruvyaro']."* Ni co gituma Pawulo yari afise mu mutwe iwe kahise k'incungu: yagumye ashimangira ko Isezerano rya Aburahamu—ryabaye haciye nk'imyaka 1400 imbere y'ivuka rya Yesu—ryavuye kuri Aburahamu, rija kuri Isaka, maze rishika kuri Isirayeli. Mu mutwe iryo sezerano ryari rishingiye kuri Yesu Kristo no kuri twebwe abifatanije na Kristo mu kwizera—*"mu miryango yose, mu ndimi zose, mu moko yose no mu mahanga yose"* yo mw'isi yose (**Ivyah 5:9; 7:9**). Ni co gituma Isezerano rya Aburahamu rishobora kubonwa nk'aho ari uruti rw'umugongo rw'inyigisho za Bibiliya yose.
- Ubwa kane, muri Kristo twese turi abaragwa nk'uko isezerano ribivuga (**3:29; 4:7**). Kubera yuko Kristo ari uruvyaro rw'ukuri rwa Aburahamu (**Gal 3:16**), abo bose bari muri Kristo nib o mu vy'ukuri bagize uruvyaro rw'ukuri rwa aburahamu kandi bakaba abaragwa b'imigisha yose y'imigisha y'isezerano rya Aburahamu (**Gal 3:29**; raba kandi **Gal 3:18**). Nkuko yari yabikoze muri **Gal 3:24-25** ku vyerekeranye na *paidagōgos,* muri **Gal 4:1-7** Pawulo ku kugene turi nk' "abaragwa" mu bintu vy'ivyakorwa mu muco w'Abagiriko n'Abaroma. Mw'Itegeko ry'Abaroma, uwukiri muto, "nubwo yaba ari we samuragwa, canke nyenibintu mu mategeko, nyene umwandu, ntiyemererwa kuronka uwo murage akiri muto ntiyemererwa gutunganya ivy'uwo murage. . . . Nubwo uwo mwana aba ari munsi 'y'umurezi canke umubwiriza' we, co kimwe n'umushumba, ntiyari afise ububasha bwo kwiserukira kandi no kwifatira mu ntoke ivyiwe." (Belleville 1986: 62-63) Muri **Gal 4:3** gufatira ku *"vya mbere vyo mw'isi"* vyerekana "gushirwako amategeko no gucungerwa bikuraho ukwibako ariko, nkuko vyari ku vyagezwe, ntivyashobora gutanga ubugingo (raba 3.21)." (Ico gitabu nyene 68). Ariko, nk'uko Riddlebarger abivuga, "'amahame y'urufatiro' y'isi, canke "ivya mbere vy'ivy'isi . . .ni iciyumviro c'uko dushobora kwitwa abagorortsi imbere y' Imana hafatiwe ku vyo twashitseko biciye mu kwumvira ivyagezwe" (Riddlebarger 1998b: 5). Abanyamahanga bashira hejuru ayo mategeko y'inyuma, n'ivyo vyihanikirijwe hamwe n'ivyiyumviro vy'"imana" nubwo "atari imana" (raba **Gal 4:8**), nk'uko Abayuda na bo bashira hejuru Ivyagezwe vya Mose bakabigira imana.

Ubu ibiriko biraba biratandukanye cane. Twarabonye yuko Ivygezwe bitigeze bishobora gutanga ubugingo kandi ko vyari umurezi w'igihe gito gushika Kristo aje. Twakiriye Kristo—hamwe n'ukugororoka aduha—mu kwizera. Ariko Kristo yari azi ko mbere n'ukwizera ukwakwo kutaduha ububasha bwo kuduhindura dukwiye kubaho ubugingo bwera. Kubw'ivyo, yabwiye abigishwa kurindira gushitsa aho bazoronkera *"ubushobozi Mpwemu Yera ni yabazako"* (**Ivyak 1:8**). Igihe Mpwemu Yera yasukwa ku munsi wa Pentikoti, "ugucungurwa kwacu tukava mu buja" mu vy'ukuri kwaruzuye. Ivyagezwe vy'Isezerano rya Kera vyari ivy'inyuma ku rukoba, vyanditswe ku bisate vy'amabuye. Ubu nk'uko **Gal 4:6** habivuga, *"Imana yatumye Mpwemu w'Umwana wayo mu mitima yacu."* Mpwemu Yera aba imbere mu mitima yacu (**Ezek 36:26-27; Yohana 14:16-17**), ivyagezwe vya Kristo vyanditswe ku mitima yacu (**Yer 31:33; Heb 8:10**), kandi natwe ubwacu turi *"icete ca Kristo . . . kitandikishijwe wino ariko candikishijwe Mpwemu w'Imana Nzima, kitanditswe ku bisate vy'amabuye ariko canditswe ku bisate vy'imitima y'abantu"* (**2 Kor 3:3**). Kubw'ivyo, "nkuko vyari bimeze ku vya mbere vya goyigoyi y'ivy'isi, [hamwe] n'ukuza kw'ukwizera Kristo, igikorwa c'ivyagezwe nk'umurezi n'umubwiriza vyaciye bihera maze Mpwemu ahinduka ihame ry'imbere mu mutima riturongora." (Belleville 1986: 70)

Kristo yazanye impinduka ikomeye cane muri kahise k'ugucungura mw'isi: abantu barabohotse ntibakiri abaja b'icaha, ntibakiri abaja b'ivyagezwe, kandi ntibakiri munsi y'ibintu vyam bere vy'imburakimazi vyo mw'isi; muri Kristo abantu ntibakiri abana, ariko abakuze; kandi abagabo n'abagore bo mu moko yose, mu ndimi zose no mu mahanga yose bashizwe mu muryango kandi bagirwa umwe nk'abantu bangana b'umuryango munini ukomeye n'ubwami n'abahungu n'abaragawa b'Imana. Yamara mbere Kristo yakoze ibirengeyo ivyo. **Gal 4:6** havuga yuko Imana yarungitse Mpwemu wayo mu mitima yacu, *"adutakisha ngo, 'Abba! Data!'"* Ijambo ry'Ikiaramayike "Abba" ni ijambo rya hagufi, ry'imigenderanire ishika cane, ry'urukundo rurerure. Richard Bauckham avuga ati, "Iyo mvugo idasanzwe

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

yerekana yuko “ishengero rya mbere ryari rizi yuko muri iyi mvugo yerekeje ku Manayari ifise agateka kadasanzwe kavuye kuri Yesu. Muri ubwo buryo yari imigenderanire idasanzwe ya Yesu n’ Imana nk’uko Abba iyo yari asangiye n’abigishwa biwe: ugucika abana kwabo kwakomotse ku kuba umwana kwa Yesu ku Mana.” (Bauckham 1978: 249). Nk’ingaruka, *“turi n’ubushizi bw’ubwoba bwo gushikanwa ahera cane n’amaraso ya Yesu”* (**Heb 10:19**). Nta rindi dini na rimwe canke ukundi kwiyumvira na kumwe, ukubona ibintu na kumwe abantu bafise imigenderanire, ubucuti bushika n’Imana ishobora vyose nk’uko Yesu abiduha. Kubera Yesu uwo ari we n’ivyo yakoze, ubu nta mipaka iri hagati yacu n’abandi bantu canke hagati yacu n’Imana ubwayo. Dufatiye kuri ibi, kugerageza kwubaka “ibisika” nk’ibisabwa n’Ivyagezwe canke “ivya mbere vy’isi” si ukugenda mu nzira mbi gusa, mu nzira ihubamye gusa ariko kandi ni ukurogota kuri Kristo no ku gikorwa ciwe.

- **4:8-20—**Ahamagarira Ab’i Galatiya guhitamwo.

Pawulo yari ahejeje ico kigabane nyamukuru c’iki gitabu casubiyemwo ibigize kahise kose k’ugucungura. Yerekanye yuko muri Kristo tutskiri abashumba n’abaja canke abana bakiri munsi y’Ivyagezwe vya Mose canke “ivya mbere vy’isi” ariko ko twacunguwe, twacitse abana, abahungu, n’abaragwa ba Data. Yamara, ariko aravuga ku bantu (Abakurikira Idini ry’Abayuda) bashaka kwemeza Abakristo ko bakwiye gusubira inyuma ku vyaheze. Ni co gituma, ubu ariko ahamagarira Ab’i Galatiya guhitamwo mu bintu bibiri kugira ngo abafashe kubona ubusazi bw’ivyo bariko barasabwa gukora. Nimba dutahura ivyo urufatiro—vy’uko ubutumwa bwiza ari ibinyuranye n’ayandi madini yose yo mw’isi—duca tubona yuko ivyo Pawulo ahamagarira abantu bidufitiye akamaro uyu munsi nk’uko vyari bigafitiye ab’I Galatiya b’ico gihe, nubwo ibibazo vy’ubutumwa bwiza muri iki gihe bishobora kuba binyuranye n’ivyo abayoboke b’idini ry’Abayuda babwira ab’i Galatiya ko bategerezwa gukora.

- **4:8-11—**Abahamagarira kumenya abo ari bo muri Kristo.

> ***8 Ariko ico gihe, kuko mutari muzi Imana, mwari mujakariye imana zitari zo uhereye mu kameremere kazo. 9 Ariko none, ko mwamenye Imana, cane-cane ko mwamenywe na yo, ni iki catumye musubira inyuma mugahindukirira ivya mbere vya goyigoyi, bitagira ikimazi, mukagomba kubijakarira ukundi gusha? 10 Muziririza imisi n’amezi n’ibihe n’imyaka. 11 Munteye akoba, yuko kumbure ivyo nabakoreye natamijwe n’ubusa.***

Imbere yuko bahindukirira Kristo, Ab’i Galatiya bari abapagani. Muri ubwo buryo *“ntibari bazi Imana”* (**Gal 4:8**). Pawulo avuga kuri ico ciyumviro nyene mu ba **Ef 2:12** aho avuga ati, *“Mwibuke kukw ico gihe mwari mutandukanye na Kristo, muri n’itandukaniro n’ihanga rya Isirayeli, muri injabuka ku masezerano y’ivyasezeranywe, ataco mwizigiye ku bizoba, mwari mw’isi mutagira Imana Rurema.”* Mu buryo nk’ubwo, ab’I Galatiya bari bameze nk’uwutari Umukristo wese mw’isi: *“Kuko bamenye Imana ntibayubahe nk’Imana, ntibayishime, ariko bacitse abiyumvira ivy’ubusa imitima yabo y’imburabwenge icura umwiza. . . . Icubahiro c’Imana idapfa baragikaba ngo basenge ibishushanyo bisa n’umuntu apfa, n’ivy’ibiguruka, n’ivy’ibigenza amaguru ane, n’ivy’ibikwega inda hasi, kubirutisha Iyabiremye.”* (**Rom 1:21, 25**) Bakwirikije imigenzo y’amadini y’abapagani kandi bahimbaza “imisi idasanzwe yera y’abapagani.” Nubwo imikorere y’amadini y’ab’I Galatiya ishobora gutandukana n’imikorere y’abatari abakristo bo mu tundi duce tw’isi uyu munsi, nta tandukaniro *mu buryo* bunamira ibishushanyo, ibishusho vy’imana za kera z’abapagani co kimwe n’ukwisonzesha mu kwezi kw’i Ramazani canke mu kugerageza kurondera ikiganza ciza c’Imana “mu kugerageza kuba umuntu mwiza canke mu kugerageza gukora ibikorwa vyiza.” Ibikorwa nk’ivyo vyose nta co bimaze mu vy’impwemu.

Mu b’i **Gal 4:3** Pawulo yari yavuze yuko *“tukiri abana twari tukijakariye ivya mbere vyo mw’isi.”* Ubu na ho ku **murongo wa 8** yerekana yuko *“ivyo vya mbere vyo mw’isi”* vyatugize inyagano *“ubwavyo mu kameremere kavyo atari imana.”* Ku **murongo wa 9** abandanya avuga yuko *“ivyo vya mbere vy mw’isi”* vyatugize imbohe *“ari ibinyantege nke kandi ata co bimaze.”* Riddlebarger avuga ati, “ikimenyamenya c’uko “amahame ya mbere y’ivy’isi” kwari ugufatira ku bikorwa -ukugororoka, ni uko igihe ab’I Galatiya basubiye, bagarutse ku “mahame y’urufatiro,” bari bashingiyeko kera, ako kanya nyene, amategeko aca avyura umutwe. Ibi bigaragarira neza mu kugene abo bigisha b’ibinyoma bariko nbarasaba yuko abihanye bategerezwa kuzihiza imisi mikuru idasanzwe hamwe n’amategeko ajanye n’ibifungurwa hejuru y’ukwemera gukebwa nk’uburyo bwo kuronka canke kuguma batsindanishirijwe imbere y’Imana.” (Riddlebarger 1998c: 3)

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Ab'i Galatiya bari barahevye imikorere y'amadini yabo y'igipagani babikaba n'Ubukristo. Yamara, Abakwirikira idini ry'Abayuda bipfuza kuzana iyo migenzo n'imigirwa n'imisi mikuru y'*Ikiyuda* mw'ishengero. Ico Pawulo avuga ku **mirongo ya 9-10** ni uko kuziririza imigenzo y'Abayuda nk'ugukebwa, ivyagezwe bigenga ivyo kurya *"kuziririza imisi n'amezi n'ibihe n'imyaka" y'*Abayuda *biri ku rugero rumwe* n'ugusenga imana z'abapagani canke kugerageza guhoza no kunezereza impwemu z'imisozi, inzuzi, n'ibiti. Nk'uko yabivuze muri **Kol 2:16-17**, *"Nuko ntihakagire ubahinyura ku biribwa canke ku binyobwa, csnke mu vy'imisi mikuru canke mu vy'ukwezi kubonetse, canke mu vy'isabato—ivyo vyari igitutu c'ivyari biraririye kuzoza , ariko umutumba wavyo ni uwa kristo"* (raba kandi **Mariko 7:14-23; Ivyak 10:9-16; Rom 14:1-17; 1 Kor 8:1-9:4; 10:23-30; 1 Tim 4:3-5; Heb 9:9-10**). Ahanini, *umwidegemvyo* wacu muri Kristo ni *umwidegemvyo* wacu n'ukubohoka ku buja bw'ivyo vyagezwe n'ayo mategeko (dusanga mu yandi madini yose).

Ikintu nyamukuru ivyo Pawulo avuga gishingiyeko n'ico ahamagarira abantu ni *"ariko none, ko mwamenye Imana, cane-cane ko mwamenywe na yo, ni iki catumye musubira inyuma mugahindukirira [ivya mbere vya goyigoyi, bitagira ikimazi, mukagomba kubijakarira ukundi gusha]?"* Ibi *ibihe vyose* ni ikibazo ku Bakristo. Igihe Abakristo benshi bumvise ijambo "gusubira inyuma," baca biyumvira yuko ari ukwongera gukora ivyaha kanaka. Gusubira inyuma Pawulo ariko aravuga ni kunini kurusha ukwo Abakristo bakora ivyaha kanaka. Ni "ugusubira inyuma mu nyigisho canke mu vy'impwemu." Ikibazo kigizwe n'ugusubira ku bindi bintu bimeze "nk'ibikorwa Bizana ukugororoka," mu yandi majambo, ivyiyumviro canke imikorere y'idini twibaza yuko iyo tuyikoze duca dukwegakwega Imana canke tukagumana ukugira neza kw'Imana mu gukora ibikorwa kanaka canke mu gukwirikiza imigenzo kanaka no kuziririrza ibintu kanaka ndetse canke hejuru y'ukwizera ivyo Kristo yadukoreye vyose n'umutima wawe wose. Dukwiriye gutahura yuko uku kwiyumvira nk'uko ari "ukwiyumvira kutari kwo" kw'abantu bose, harimwo n'Abakristo. Ni co gituma igihe cose ari ingorane dutegerezwa kwiyubara.

Mu gutorera umuti ivyo, dutegerezwa kwibuka ivyo David Powlison yita "ikibazo nyamukuru c'urufatiro Imana ikunda kubaza mu mutima w'umuntu wese," ni ukuvuga, "Hari umuntu canke ikintu hampande ya Yesu Kristo cafashe ikibanza co mu mutima wawe uracizera, ibikuraje ishinga, ivyo wizera, ibikorwa, ubwoba canke ivyo unezererwa Kurusha Kristo Yesu? Ni ikibazo gituma umuntu akora uko akora, yigenza uko yigenza, agira ingeso afise, ivyiyumviro n'ibigumbagumba. Ku vyo Bibiliya ibona, igituma umuntu akora uko akora ni ikibazo cerekeranye n'ico umuntu ashira imbere nk'Umwami. Ni nde canke ni iki 'kiganza', gitegeka ingeso zanje, ni Umwami canke ikindi kintu namusubirije?" (Powlison 1995: 35) Mu yandi majambo, dukeneye kuguma twibaza iki kibazo, "Umwami wanje mu vy'ukuri *nkorera* ni nde?" "*Kubera iki* ndiko ndakora ivyo ndiko ndakora?" Kandi "agakiza kanje ndiko ndagashingira ku *vy'ukuri no mu buryo bufadika* ku ki?"

Ingorane twese dufise ni ingorane y'inyigisho twigishijwe. Ico dushingirako cane kizunguruka iruhande yacu ubwacu. Ivyo bica bidushikana ku kwirabako n'ivyo dukora ubwa mbere kugira ngo turonke kandi tugumane ukugira neza kw'Imana, aho gushingira no kuraba kuri Kristo. Vyongeye, ico kibazo ni ko gatimatima k'ubutumwa bwiza: "Ubutumwa bwiza buvuga buti, 'Imana ikwemera uko uri kwose nk'uko yemeye uko Kristo ari. Imana igufitiye urukundo "ataco ruhekeyeko".' Kristo yikoreye umuvumo twari dukwiriye. Kristo yaranezereje mu buryo bwose bukwiriye Data kandi aguha ukumera neza kwiwe gukwiye kutagira agasembwa. Kristo araganje mu bushobozi, akakugira umwana wa Data kandi akakwegera kugira ngo atangure guhindura ico cose muri wewe kitemerwa ku Mana. Imana ntiyigera inyemera 'uko ndi.' Inyemera 'uko ndi muri Yesu Kristo.' Aho ibintu bishingiye haratandukanye. Ubutumwa bwiza bw'ukuri ntibwemerera urukundo rw'Imana ko runyohwa n'ivyipfuzo vy'umubiri vy'ukwemerwa n'ukwumva ko hari ico umaze ubwawe Yesu atarimwo. ahubwo, abantu baca bareka kwirabishako—ico Bibiliya yita 'ukwubaha Uhoraho' n' "ukwizera"—ko bitava mu muntu abihabwa bivuye hanze yiwe." (Ico gitabu nyene: 49)

Ico ni co Pawulo ahamagarira abantu mu **mirongo ya 8-11**. Twashitse ku kumenya Imana biciye muri Yesu Kristo; ntitukiri abaja canke abana baboshwe n'Ivyagezwe canke baboshwe na Mose canke "ivya mbere vya goyigoyi vy'isi" ariko twaracunguwe, dushirwa mu muryango, abana bakuze kandi abaragwa ba Data. Mu muco w'ivyo, none twosubira inyuma gute ku vyiyumviro n'ibikorwa bituboha nk'abana n'abaja? Gukora gurtyo guhakana ahanini ico Kristo yakoze kandi guhakana abo turi bo mu vy'ukuri muri Kristo. Ico kibazo ni co twese duhura, duhanganye, twese nk'abantu umwe wese ku giti ciwe kandi nk'amashengero.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

- **4:12-20—**Abahamagarira kugira imigenderanire myiza.

> ***[12] Ndabinginze bene Data, mumere nkanje, kuko nanje meze nkamwe. Nta nabi mwangiriye; [13] ariko murazi ko amagara make y'umubiri ari yo yatumye mbabarira ubutumwa bwiza ubwa mbere; [14] kandi ivyabagerageza kubw'umubiri wanje ntimwabitituye, ntimwaciriye inyeri; ariko mwanyakiriye nk'umumarayika w'Imana; canke nka Kristo Yesu. [15] None kwa kwishima kwanyu kuri hehe? Ndi icabona canyu yuko iyo biba vyarashobotse, muba mwaremeye kwinogora amaso, mukayampa. [16] Mbega mpinduwe umwansi wanyu no kubabwira ukuri? [17] ba bandi babagirira ishaka mu buryo butari bwiza; ariko ico bagomba ni ukubazigira hanze, kugira ngo na mwe mubagirire ishaka. [18] Mugabo, ni vyiza kugirira ivyiza ishaka ibihe vyose, atari igihe turi kumwe gusa. [19] Bana banje bato, abo nongera kuramukwa, gushitsa aho ishusho ya Kristo izoremerwa muri mwebwe— [20] kandi nagomba gushikirana namwe aka kanya, no kworosha ijwi, kukw ivyanyu binzazaniye.***

Pawulo ubu atera akamo ab'I Galatiya yifatikije imigenderanire afitaniye na bo. Pawulo avuga ku ngwara yiwe yo ku mubiri ku **murongo wa 13**. Ku **murongo wa 15** avuga yuko ab'i Galatiya *"iyo biba vyarashobotse, baba baremeye kwinogora amaso, bakayamuha."* Ivyo vyerekana yuko ingwara yiwe yok u mubiri yari ingorane ijanye n'amaso yiwe (ishobora kuba kuri Pawulo *"igisata mu mubiri"* afatirako muri **2 Kor 12:7-10**). Nubwo Pawulo yari afise ingorane ku mubiri, ryari "igeragezwa" ku b'I Galatiya (**umurongo wa 14**), *"bamwakiriye nk'umumarayika w'Imana; canke nka Kristo Yesu ubwiwe."* Ni co gituma, Pawulo yari afise imigenderanire ya hafi n'ab'I Galatiya yariko arabahamagarira. Aguma abafata nk'aho ari *"abana biwe"* (**umurongo wa 19**).

Yamara, iyo migendernire n'ubwo bucuti bwa hagufi bwari bwagize ibibazo bitewe n'ab'idini ry'Abayuda (umurongo wa **16**). "mu buryo bunyuranye n'ingene bari barakiriye ubutumwa bwiza buvuye kuri Pawulo igihe yabigisha ubwa mbere, ab'i Galatiya vyarabagoye kwakira ukuri, kubera yuko ukuri kuzobategeka ko bemera ko bakosheje niyo bemera ubutumwa bwa Pawulo, bazoba bakwiriye kwirukana abemera idini ry'Abayuda bari hagati muri bo. Kubera Pawulo yariko arabahangara abahangarishije ukwo kuri, biragaragara, ko bamwe muri bo kare bari incuti ya Pawulo, ubu bamubona nk'umwansi." (Riddlebarger 1998c: 5) Hariho icigwa kuri twebwe muri ibi. Ntidushobora "kwinjiza" ubutumwa bwiza mu muntu. Ahubwo, dukwiriye kugerageza kurondera imigenderanire ishika n'abantu izodufasha kubashingira intahe. Nubwo biri uko, dutegerezwa kwibuka ikibazo nyamukuru atari imigenderanire ubwayo ariko ko ari ukuri kw'ubutumwa bwiza. Dutegerezwa igihe cose "kuvuga ukuri mu Rukundo" (**Ef 4:15**) nubwo imigenderanire yacu yogira ingaruka mbi kubera ukuri twababariye.

Iki kigabane kizana ikindi ciyumviro. Ku **murongo wa 12** Pawulo asaba ab'I Galatiya *"kumera nka we, kuko na we ameze nka bo."* Ibi ntibinyuranije n'ukugene yigenza ku bantu yavuze muri **1 Kor 9:20-22** (*"Ku Bayuda nabaye nk'Umuyuda, kugira ngo ndonke Abayuda, . . . ku baganzwa n'Ivyagezwe nabaye nk'uganzwa na vyo, . . . ku bataganzwa n'ivyagezwe nabaye utaganzwa na vyo, . . . ku badakomeye nabaye nk'udakomeye, kugira ngo ndonke abadakomeye; kuri bose nabaye vyose kugira ngo nkirishe bamwe -bamwe uburyo bwose"*). Yashimangije iryo hame mu vyo avuga muri **1 Kor 8:13**, *"Ni co gituma namb'ivyo kurya bigwisha mwene Data, sinzopfa nongeye kurya inyama, kugira ngo singwishe mwene Data."* Iciyumviro co kuba nk'abandi ni ukugira ngo umuntu ashobore kubashikira. Uko dushikira abantu imbabazi, impuhwe, urukundo n'inyigisho bitegerezwa kubakwegera no kubashikana kuri Kristo.

"Kumera nk'uko meze" bisigura yuko ubugingo bwacu butegerezwa kugaragaza mu vy'ukuri Kristo. Dutegerezwa gushika ku rwego twifatanya na Pawulo tukavuga tuti *"Munyigane nk'uko nanje nigana Kristo"* (**2 Kor 11:**1; raba kandi **1 Kor 4:16; Flp 3:17**). Ni co gituma Pawulo yabwiye ab'i Galatiya ku **murongo wa 19**, *"abo nongera kuramukwa, gushitsa aho ishusho ya Kristo izoremerwa muri mwebwe."* Ivyo, nta nkeka ni intumbero y'ubugingo bwacu, ko *"twoshushanywa n'ishusho"* ya Yesu Kristo (**Rom 8:29**). "Gushushanywa n'ishusho ya Kristo" bisigura yuko twiyumvira nk'uko Kristo yiyumvira kandi tugakora nk'uko yakora; indangagaciro ziwe zigahinduka indangagaciro zacu kandi ivyo ashira imbere bikaba na twe ari vyo dushira imbere. Ibi bigizwe n'ibintu vyose bigize ubugingo bwacu. Kugira ngo ibi bikunde bibe, Kristo ategerezwa kuba ari we wa mbere wagaciro kanaini mu bugingo bwacu. Dukwiriye kuba abantu b'Ijambo, kugira ngo tumenye indangagaciro z'Imana, ivyo ishira imbere y'ibindi vyose, kandi tukavyipfuza cane. Iyi ni ingendo y'ukwezwa. Ni urugendo rw'igihe kirekire kandi ruzohera dupfuye. Ariko ingaruka izoba yuko igihe abantu babonye, bakavugana natwe kandi bakagiranira imigenderanire natwe, bazoca babona, bumva Kristo ubwiwe avuga kandi akora acishije muri twebwe. Nta muhamagaro n'umwe munini nk'uwo mu buzima ubaho.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

- **4:21-31—**Inca make: itandukaniro ry'Ivyagezwe vyose /isezerano rigaragarira muri Hagari (Ishimayeli) na Sara (Isaka); mu buryo bw'agahemo, Isirayeli ni Ishimayeli kandi Abakristo ni Isaka!

[21] Mwebwe abagomba kuganzwa n'ivyagezwe, ni mumbarire: mbega ntimwumva ivyagezwe? [22] FKuko vyanditswe yuko Aburahamu yari afise abahungu babiri, umwe ari uwo ku ncoreke, uwundi ari uwo ku mugore bwite. [23] Uwo ku ncoreke yavyawe mu buryo bw'umubiri; uwo ku mugore bwite yavyawe kubw'isezerano. [24] Ivyo ni nk'umugani. Kuko abo bagore ari nk'amasezerano abiri, rimwe ryavuye ku musozi Sinayi, rivyara abo kuguma mu buja, iryo ni Hagari. [25] Nuko Hagari ni umusozi Sinayi wo muri Arabiya, usobanurwa ngo Yerusalemu wa none, kuko usangiye ubuja n'abana bawo. [26] Ariko Yerusalemu wo hejuru ni we mugore bwite, ni wo mama wa twese. [27] Kuko handitswe ngo,
"NEZERWA, YEWE MUGORE W'INGUMBA UTAVYARA, TURIKA USEMERERE WEWE UTARAMUKWA, KUKW ABANA B'INTABWA ARI BENSHI, BARUTA AB'UFISE UMUGABO."
[28] Namwe bene Data, muri abana b'isezerano, nk'uko Isaka yari ari. [29] Ariko nkukw ico gihe uwavyawe mu buryo bw'umubiri yahama uwavyawe mu buryo bwa mpwemu, na none ni ko biri.
[30] Ivyanditswe bivuga iki?
"BITI IRUKANA INCOREKE N'UMWANA WAYO, KUKO UMWANA W'INCOREKE ATAZORAGANWA N'UMWANA W'UMUGORE BWITE."
[31] Nuko bene Data, ntituri abana b'incoreke, turi aba wa mugore bwite.

Pawulo apfunyapfunya iciyumviro ciwe cose ku vyerekeranye n'ivyagezwe n'isezerano mu kwongera gusubira kugaruka kuri Aburahamu no gusubiramwo kahise k'incungu. Ubu, ariko, araba ku vyagezwe no ku masezerano mu bundi buryo.

Ku **mirongo ya 21-23** atangura yerekana yuko Aburahamu yari afise abahungu babiri: Ishimayeli yavyawe na Hagari (incoreke) na Isaka yavyawe na Sara (umugore babiranye mu kuri). Yongerako yuko Ishimayeli yavutse mu buryo bw'umubiri (raba **Ita 16:1-15**), ariko Isaka yavutse kubw'isezerano ry'Imana mu buryo bunyuranye n'ubushobozi bw'umubiri (raba **Ita 17:15-19; 18:1, 10-14; 21:1-3**). Ku **mirongo ya 24-28** Pawulo aca aca ashikiriza iciyumviro ciwe acishije mu mugani. Avuga yuko Hagari na Sara baserukiye amasezerano abiri. Hagari agereranywa n'Ivyagezwe vya Mose (isezerano ry'Ivyagezwe) bivuye ku Musozi Sinayi; ahagarariye Yerusalemu ugaragara wo mw'Isi, kandi abana bayo bari mu buja (**imirongo ya 24-25**). Dufatiye ku mucio w'ivyo Pawulo yaja yaravuze mbere mu **gice ca 3** hamwe n'agace ka mbere k'**igice ca 4**, abo bana bari mu buja ni Abakurikira idini ry'Abayuda bakiboshwe n'Ivyagezwe. Isezerano Sara ahagarariye ntirivugwa mu buryo bugaragara (canke Sara ubwiwe ngo avugwe), ariko nta nkeka ko ari Isezerano ry'Imana ry'Ubuntu n'isezerano ryiwe bifatiye ku kwizera (raba **Gal 3:17**). Pawulo mu buryo bugaragara atandukanya *"Yerusalemu wo muri iki gihe"* n'abaja bayo bagizwe imbohe n'ivyagezwe na *"Yerusalemu wo mw'ijuru [uwo na wo] ukaba widegemvya" k*andi yongerako yuko *"ari we mama"* (**umurongo wa 26**). Ku **murongo wa 28** yanzura ico kigereranyo mu kuvuga ati, *"kandi namwe bene Data [mu yandi majambo, abakristo b'I Galatiya b'Abanyamahanga], nka Isaka, ni abana b'Isezerano"* (raba kandi **umurongo wa 31**). Dufatiye ku co Pawulo yamye aravuga mu **bice vya 3-4**, isezerano rya kabiri rihagarariwe n'umugore yidegemvya ni Isezerano rya Aburahamu. Ariko, ico Pawulo avuga ni uko Isezerano rya Aburahamu rironka ugushitswa kwaryo muri Kristo; ni co gituma, ugushitswa nyakuri kw'Isezerano rya Aburahamu ari Isezerano Risha, ryahanuwe na Yeremiya (**Yer 31:31-34**) kandi ryatangujwe na Yesu (**Luka 22:20**).

Ugutandukanya kwa Pawulo *"Yerusalemu wa none [yokorakorwako]"* (**umurongo wa 25**) na *"Yerusalemu wo mw'ijuru"* (**umurongo wa 26**) bigaragaza yuko Isezerano Risha ari ryo Pawulo afise mu mutwe wiwe. Abavugishwa n'Imana bari barahanuye, baravugishijwe ku kuzogarukana ingoma ya Isirayeli na Yerusalemu bizanywe n'uburongozi bw'Umwami yarobanujwe amavuta n'Imana, azoganzira i Yerusalemu canke ku Musozi Siyoni (uburorero, **Yesaya 60-62, 66; Yeremiya 30-33; Ezekiyeli 34-37**). Nubwo abantu baja baragarutse bavuye i Babuloni hari haciye nk'imyaka 500 imbere yuko Yesu aza, "abantu bari bagarutse mu buryo bwo kuva iyo bari barambukaniwe bagaruka mu gihugu cabo, ariko ubuhanuzi bukomeye bw'ukuzogarukana ingoma ya Isirayeli ntibwari bwashike mu vy'ukuri" (Wright 1996: 126). Iciyumviro nyamukuru c'ukugarukana ingoma ya Isirayeli na Yerusalemu ni co cagarutsweko mw'Isezerano Risha, ariko abanditsi b'Isezerano Risha bakoresha ico ciyumviro c'ukuzogarukana ingoma ya Isirayeli bakagikoresha *ku kuzovyura ivy'impwemu vya Yerusalemu musha canke Yerusalemu wo mw'ijuru* bizoshitswa na Yesu. Tubona ivyo mu kugene **Gal 4:26** havuga kuri *"Yerusalemu wo mw'ijuru."* **Gal 4:27** haca rero hatanguza ijambo "kuko" (Ikigiriki = *gar*) kandi hakabura **Yes 54:1** aho na ho dufatiye ku vyariho mw'Isezerano rya Kera hariko haravuga kuri Yerusalemu nk'aho hahonyanzwe n'abansi baho maze abaho bakajanwa ari inyagano,

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

bakambukanwa, kandi ko bazosubizwa I wabo n'Imana yonyene. Mu yandi majambo, Pawulo ariko arafata amajambo yo mw'Isezerano rya Kera ayafatiye kuri Yerusalemu ifadika ariko akavuga yuko ukuzoshitswa kw'uwo murongo mu vy'ukuri ari mu buryo bw'impwemu, muri "Yerusalemu wo mw'ijuru" n'umwana wiwe yidegemvya "abana b'isezerano."[18]

Uko ni kwo nyene igice cose gisigaye co mw'Isezerano Risha kibona Yerusalemu. Ubuhanuzi bw'ukuzosubiza ibintu mu buryo bwashikijwe muri *Yesu* (**Luka 1:68; 2:36-38**). Siyoni nsha (Yerusalemu yasubijwe mu buryo yahoze na Isirayeli) si ahantu hagaragara canke ngo hagereranywe n'Ivyagezwe vya Mose ariko ni ahantu hahagarariwe na Kristo n'abantu biwe. Ni co gituma, **Heb 12:18, 22** havuga yuko muri Kristo *"ntitwegereye umusozi wokorwako . . . ariko mwegereye umusozi Siyoni, ni umurwa w'Imana nzima, Yerusalemu ho mw'ijuru, n'ikoraniro rikuru ry'isinzi ry'abamarayika [mu yandi majambo, Yerusalemu wo mw'ijuru]."* ikindi, nubwo Isezerano rya Kera ari ryo ryari rigikora muri ico gihe, mbere no mu gihe c'igikorwa ca Yesu ngaha kw'isi Yerusalemu hitwa "umurwa wera" (**Yes 48:2; Dan 9:24; Neh 11:1, 18; Mat 4:4; 27:53**). Yamara, "inyuma y'ico gihe, amajambo 'umurwa wera' ntiyongera gukoreshwa, kuko Imana yagerereye ahatari I Yerusalemu ariko yagerereye mu rusengero; kandi ku munsi wa Pentikoti Mpwemu Yera ntiyuzuye ingoro canke Yerusalemu ariko yasuzwe, yuzura mu ntumwa n'abo bose bihanye maze babona kubatizwa muri Mpwemu Yera (Ivyak 2:1-4, 38-39). Uku gusorongora aya majambo no kuyabona gurtyo biremezwa mu Vyahishuriwe Yohana aho Yohana yerekana Yerusalemu Musha nk'umurwa wera (21:2, 10; 22:19). Asigura yuko iri ari 'ihema ry'abera n'umurwa ukundwa' (20:9) uwo Yesu yita 'umurwa w'Imana yanje' (3:12). Umurwa wera ni Yerusalemu wo muri Mpwemu w'abera." (Kistemaker 2000: 437)

Pawulo akoresha iyi mvugo nk'umugani ku **mirongo ya 29-31**. Ku **murongo wa 29** avuga kuri abo bavutse mu buryo bw'umubiri bahama abavutse mu buryo bw'Impwemu. Ivyo na vyo bigragarira ku gihe Ishimayeli "yatwenga" Isaka mw' **Ita 21:9**, kubera mu b'i **Gal 4:30** Pawulo yabura ivyavuzwe mw' **Ita 21:10** aho Sara yabwira Aburahamu ati *"Irukana iyi ncoreke n'umwana wayo, kuk'umwana w'iyi ncoreke atazoraganwa n'umwana wanje Isaka."* Ben Witherington abivugako ibi, "Mu buryo budasanzwe dukwiriye kwibuka yuko 'umurezi' [*paidagōgos*] yari umuja, kandi muri ubwo buryo Pawulo ngaha akoresha iyindi mvugo ngereranyo y'umuja kugira ngo adondore ingaruka z'Ivyagezwe" (Witherington 1998: 338). Uko vyokoreshwa rero kw'Ishengero ni "ukwirukana" ab'idini ry'Abayuda n'uwundi muntu wese yongerako ikindi kintu cose ku butumwa bwiza bw'agakiza bubonerwa mu buntu bw'Imana bwonyene biciye mu kwizera kwonyene Kristo wenyene.

Ivyo vyose vyongerwa ku butumwa bwiza bishobora kuba ico ari co cose: mu gihe ca Pawulo, abakurikira Idini ry'Abayuda basaba ukwizera muri Yesu + ugukebwa no kwumvira ivyagezwe vya Mose, harimwo no kuzihiza imisi idasanzwe, amezi, ibihe, n'imyaka; Mw'idini ry'Abakatolika b'I Roma agakiza ni urugendo rugizwe n'ubuntu bw'Imana n'ukwizera kw'umuntu + ibikorwa vyiza, umubatizo, kugira uruhara mu ma sakaramento, kwirega, indurugesiyo, kugumya amategeko, kwirinda icaha co kwicisha ; mu mashengero ya pentikoti za kino gihe agakiza kagizwe n'ukwizera + kuvuga mu ndimi; mu mashenegro atandukanye agakiza kagizwe n'ukwizera + kwumvira amategeko n'ivyashinzwe bitandukanye. Ibi vyose bisabwa vyongerwako bishobora kuba ari ibintu vyiza. Bishobora kuba ari ibintu Abakristo bakwiye gukora. Kubikora bishobora kuba ari ikimenyamenya c'agakiza kacu kandi kutabikora bishobora kuba ari ikimenyamenya c'uko umuntu atakijijwe (raba **Yak 2:14-26**). Ariko, nubwo ivyo vyose vyongeweko bisabwa bishobora kuba *ikimenyamenya* c'agakiza, ikintu nyamukuru ni uko bidashobora kuba canke kugirwa *ibisabwa* ku gakiza.

Agakiza (mu yandi majambo, ugutsindanishirizwa kwacu n'ugushirwa mu muryango) ni Ingabire y'ubuntu bw'Imana yonyene biciye mu kwizera kwonyene Kristo wenyene. Ingaruka ni uko mu vy'ukuri turi "muri Kristo" kandi Kristo ni Umwami w'ubugingo bwacu, kubw'ivyo dukwiriye kubaho twisunze ivyo. Ni kuri ivyo Pawulo yahindukiriye mu gice gisigaye c'ico gitabu.

IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Umuntu aronka Mpwemu Yera gute?

2. "Ukwezwa" ni ukuvuga iki? Ukwo kwezwa kuza gute?

[18] Ikoreshwa rya Kahise k'incungu rya **Yes 54:1** ryerekanwa n'uko ivyariko biravugwa vyose vy'uwo murongo harimwo ugufatira kuri Aburahamu na Sara muri **Yes 51:2**. Aho ni ho hantu honyene mw'Isezerano rya Kera aho Sara avugwa ndetse mw'Itanguriro. Ikindi, ako kanya nyene imbere yo muri **Yes 54:1** ni inkuru y' "umushumba w'umunyamibabaro" (**Yes 51:13-53:12**), ari ahantu hafatira ata nkeka kuri Yesu Kristo n'ivyo yashikije, yakoze ku musaraba (raba Menn 2009-2018: 91-92).

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

3. Imigenderanire iri hagati y'ukwizera n'ibikorwa ni iyihe?

4. Isezerano rya Aburahamu ni iki kandi ni kubera iki iryo Sezerano ari ngirakamaro cane? Isezerano rya Aburahamu ryari ryiteze iki kandi uruvyaro rw'ukuri rwa Aburahamu ni uruhe?

5. Ikintu kigusunika gukora ikintu ni igiki (mu yandi majambo, *kubera iki* dukora ivyo dukora)? Ni iki gituma ico umuntu akora gishobora kuba igikorwa c'umugisha canke c'umuvumo?

6. Ivyagezwe vya Mose bifise intumbero izihe? Ivyagezwe vyashobora gukora iki kandi ni ibiki bitashobora gukora?

7. Ni mu buryo ubuhe kuba "muri Kristo" bihindura imigenderanire yacu n'Imana, imigenderanire yacu n'Ivyagezwe, n'imigenderanire yacu n'abandi bantu?

8. Ni kubera iki iciyumviro co "kwakirwa no kwemerwa mu muryango" ari ngirakamaro, kandi bifise ingaruka ki kuri twebwe n'ukugene tubaho?

9. Mpwemu Yera afise ibikorwa ki mu bugingo bw'Abakristo?

10. "Gusubira inyuma canke kurwa muri mpwemu canke mu nyigisho" bisigura iki? Vyoba bibi cane gute kurusha gusubira inyuma canke gusubira mu vyaha kanaka?

11. Mu mugani wa Pawulo, Hagari, Ishimayeli na Yerusalemu yo mw'isi bishobora kuvugwa ko biserukiye Ivyagezwe vya Mose, Isirayeli, ivyagezwe, ubuja na Sara, Isaka, na "Yerusalemu wo mw'ijuru" mu buryo bw'amategeko biserukira Isezerano Risha, ishengero, ukwizera, n'umwidegemvyo? Dufatiye mu muco w'umugani wa Pawulo (no mu muco w'ivyo yashikirije vyose mu bice vya 3-4), ni kubera iki abantu benshi bibaza ko bazoronka umugisha udasanzwe mu kugendera Isirayeli y'iki gihe na Yerusalemu, kubatizwa mu Ruzi Yorodani, n'ibindi.?

E. <u>Gal 5:1-6:10—Umwidegemvyo muri Kristo:</u> Mwahamagariwe kwidegemvya, rero gendeshwa na Mpwemu.

- **<u>5:1-26—</u>**<u>Mwahamagariwe ukwidegemvya, ntimukongere kwishira mu buja bw'Ivyagezwe canke umubiri ariko mugendeshwe na Mpwemu.</u>

    - **<u>5:1-6—</u>**<u>Ntimukishire munsi y'ivyagezwe vy'ugukebwa, vyerekana yuko mwahevye ubuntu bwa Mpwemu mukabukaba ubuja bw''ivyagezwe.</u>

        [1] Kristo yatugobotoye ngo tube mu mwidegemvyo: nuko muhagarare mushikamye, ntimukongere kuzingirwa n'ugutwazwa ituntu n'ubuja.
        [2] Umve, jewe Pawulo ndababwira yuko ni mwakebwa, Kristo ataco azobamarira. [3] Kandi ndabarira umuntu wese akebwa, mbishingiye intahe, yoko ari n'umwenda wo kwitondera ivyagezwe vyose. [4] Yemwe abagomba gutsindanishirizwa n'ivyagezwe, erega muhinduye ubusa gufatana na Kristo kwanyu, muratemvye muretse ubuntu bw'Imana. [5] Kuko twebwe, mu buryo bwa Mpwemu, twiteze ivyizigiro vy'ukugororoka, kubw'ukwizera. [6] Kuko muri Kristo Yesu, ari ugukebwa, ari ukudakebwa, bitagira ikimazi, ikigira ikimazi ni ukwizera gukoreshwa n'urukundo.

Iki kigabane gishiraho amahame y'urufatiro rw'ukwizera kwacu n'ubugingo bwacu ivyo Pawulo ahava ashimangira mu gace ka nyuma k'igice ca **5** n'agace ka mbere k'**igice ca 6**. Ihame ry'urufatiro rw'ukwizera kwacu rivugwa ku murongo wa **1**, *"Kristo yatugobotoye ngo tube mu mwidegemvyo."* Muri uwo mwidegemvyo harimwo umwidegemvyo ukomoka mu ntambara yo kugerageza kutarenga ivyagezwe, umwidegemvyo ukomoka mu ntambara yo kugerageza kwunguka canke kugumana ikiganza ciza c'Imana, n'umwidegemvyo ku kwiyagiriza n'isoni ry'ivyaha vyacu kubera tuzi neza yuko twemewe, twakiriwe n'Imana, kubera ivyo Kristo yadukoreye. Ni co gituma, bitugobotora bikatubohora, tukabaho nk'ukw' Imana yaturemeye kubaho, umwidegemvyo wo kuba "mu bugingo busagutse ubugingo bw'musesekara" (**Yohana 10:10**) duhimbara Imana

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

kandi dushitsa ibiduhimbara, tutaremerewe n'icaha n'amategeko yashizweho n'abana b'abantu hamwe n'ivyihanikirijwe n'abana b'abantu biboshe benshi. Vyongeye, iryo hame ritandukanya Ubukristo n'ayandi maini yose yo mw'isi. Vyongeye rinyuranije n'ivyo "twishiramwo" twibaza ko bishobora gutuma dukwega ikiganza ciza c'Imana n'ukwemerwa nay o mu gukora ibikorwa vyiza kanaka canke mu gukurikiza imigenzo kanaka ndetse canke ija hejuru y'ukwizigira mu buryo bwuzuye ivyo Kristo yadukoreye.

Ni co gituma Pawulo aduhanura *"nuko muhagarare mushikamye, ntimukongere kuzingirwa n'ugutwazwa ituntu n'ubuja."* Ico afatirako mu kuvuga *"gutwazwa ituntu n'ubuja"* categerezwa gutuma twibuka ivyo Yesu yavuze muri **Mat 11:29-30**: *"mwikoreze ingata yanje, munyigireko, kuko ndi umugwaneza, niyoroheje mu mutima, namwe muzoronka uburuhukiro bw'imitima yanyu. Kuko ingata yanje itababaza, n'umutwaro wanje uhwahutse."* Mu kuduhanura ngo "*duhagarare dushikamye, ntitukongere kuzingirwa n'ugutwazwa ituntu n'ubuja"* Pawulo ariko aravuga ku kugene tubaho ubuzima bwacu, ni ukuvuga, kutabaho tuyoborwa n'amategeko adashoboka, ivyihanikirijwe hamwe n'ukwikumira ariko ko dukwiye kurongorwa n'Ijambo ry' Imana biciye mu kurongorwa kw'imbere mu mutima turongorwa na Mpwemu Yera.

Ku **mirongo ya 2-4** Pawulo avuga ku kintu nkenerwa abakurikira idini ry'Abayuda bavuga yuko abizera b'Abanyamahanga bategerezwa gukurikiza: ugukebwa.[19] Ico Pawulo avuga ni uko ubugingo bwacu bushingiye ku buntu canke ku vyagezwe, ku kwizera canke ku bikorwa. Nta kindi ca gatatu kiriho atanga kandi ivyo vyiyumviro bibiri—ubuntu/ukwizera canke ivyagezwe /ibikorwa—ntibishobora gusukiranywa canke kugendera hamwe. Nimba umuntu ahisemwo agakiza ko kazanwa n'ibikorwa hamwe n'ivyagezwe, aho rero *"Kristo nta kintu na kimwe azomumarira, nta nyugu azoba afise kuri we"* (**umurongo wa 2**). Icongeyeko, umurongo wa **3** werekana yuko umuntu adashobora "gutora no guhitamwo" ibisabwa n'ivyagezwe yokwumvira. Nimba wishize munsi ya kimwe mu bisabwa n'ivyagezwe uba rero uri *"munsi yo gukurikiza ivyagezwe vyose ata na kimwe ukuyemwo"* (raba kandi **Yak 2:10**). Ku **murongo wa 4** Pawulo abandanya yerekana, avuga yuko umuntu wese arondera gutsindanishirizwa n'ibikorwa vy'ivyagezwe aba *"yiyonkoye kuri Kristo"* kandi aba *"yavuye mu buntu."*

Umurongo wa 4, co kimwe n'iki kigabane cose, ni ukugabisha. Ntibisigura yuko umuntu mu gihe kimwe yabaye umuntu yakiriye ubuntu bw'Imana bukiza ariko hanyuma akabutakaza bigatuma aba uwudakijijwe. Hariho ahandi Pawulo abigaragaza neza yuko nimba mu vy'ukuri umuntu ari "muri Kristo" (mu yandi majambo, kubw'ubuntu bw'Imana yatsindanishirijwe kandi akgirwa umuragwa) ko atazoshobora gutakaza agakiza kiwe. Nk'akarorero, **Rom 8:28-30** havuga ku munyororo udacika ku vyo Imana yaduteguriye tutarabaho ku muhamagaro wayo w'ugutsindanishirizwa kwacu mbere n'ukuzohabwa icubahiro. **Flp 1:6** havuga yuko *"uwatanguye igikorwa ciza muri twebwe azogiheraheza ku munsi wa Kristo Yesu."* **Ef 2:6** havuga yuko abakijijwe bose kandi bakaba bari muri Kristo bazuranywe na we kandi ibicarikana na we ahantu ho mw'ijuru bari muri Kristo Yesu. **Ef 1:13-14** hongerako yuko abamwizeye yabadomyeko ikimenyetso ca Mpwemu Yera ari ingwati y'umwandu wacu ku munsi wo gucungurwa. Yesu ubwiwe yavuze ati, *"sinzokwigera ndabata canke ngo ndababahebe"* (**Heb 13:5**).

Kuri abo mu vy'ukuri bari muri Kristo, Pawulo ariko aravuga yuko kuva mu kwizigira Kristo bizotuma umuntu ahomba *ntaronke* ubuntu bwiwe. Ico mvuga ni nk'abantu b'intege nke, abadakomeye mu kwizera mu **Abaroma 14** na **1 Kor 8**. Muri ivyo bisomwa Pawulo ariko aravuga ati, Muri Kristo, dufise umwidegemvyo wo kurya ivyo dushaka vyose. Yamara, bamwe ntibakomeye mu kwizera kubw'ivyo ntibazi umwidegemvyo dufise muri Kristo. Kubw'ivyo, barakekeranya kandi bagatsitara kandi bakumva yuko batsinzwe n'urubanza igihe bariye ibinyuranye n'ivyagezwe vya Mose ku vyerekeye amategeko yashinzwe ku bipfungurwa, ku vyo kurya canke bakarya inyama zaterekerejwe ibigirwamana vy'abapagani. Ntibagira umunezero w'agakiza kabo uzanwa n'ukwakira ubuntu bw'Umwami wacu umunsi ku munsi uko babaho mu buzima bwabo bwa misi yose. Nkuko John Piper abivuga, "urupfunguruzo ku kwidegemvya ni ukurokora kw'Imana hamwe n'ukwitwararika ubugingo bwacu ngaha no muri aka kanya nyene. Turi abidegemvya igihe Imana ije mu mwidegemvyo kudufasha kandi tukizera mu munezero ubufasha bwayo aho guhindukirira ugutwazwa ituntu n'ivyagezwe." (Piper 1983b: nticashizwe ahabona). Ku rundi ruhande na rwo, Pawulo vyongeye ariko aragabisha ishengero kudakurikira inzira n'imwe y'agakiza gashingiye naho hoba ku gace ku bikorwa n'ivyagezwe kubera yuko nzira nk'iyo ari "irembo ryagutse n'inzira y'igihamo bijana abantu mu mahonero" (**Mat 7:13**) ivyo na vyo bikaba binyuranye "n'irembo ripfunganye n'inzira ntoya, ari vyo bija mu bugingo" (**Mat 7:14**), mu yandi majambo, agakiza kazanwa n'ubuntu bw'Imana biciye mu kwizera Kristo vyonyene. Abizera idini y'Abayuda

[19] Nubwo muri **Gal 2:3** ikibazo ca Tito atari ugukebwa cavuzwe, **Gal 5:2** ni ho ha mbere habanje kuvugwa yuko ugukebwa cari co kibazo ca mbere cavyuwe n'abakurikira idini y'Abayuda ari na co cariko kiragaburamwo ibice ishengero ry'ab'i Galatiya.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

bashobora kuboneka nk'aho bakijijwe ariko inyigisho zabo zigaragaza yuko batigeze bavuka ubwa kabiri na gato (raba **1 Tim 1:19-20; 1 Yohana 2:18-19**).

Pawulo ashira mu muco ivyo bibazo mu **mirongo ya 5-6**. Ku **murongo wa 5** avuga yuko *"Kuko twebwe, mu buryo bwa Mpwemu, twiteze ivyizigiro vy'ukugororoka, kubw'ukwizera."* Ariko aratubarira yuko biciye muri Mpwemu (si mu kameremere) no mu kwizera (si mu biukorwa vy'ivyagezwe) abo bose bari muri Kristo bafize ukwizera guhamye. Ukugororoka kwacu (uguhagarara wemye) mu Mana ntikunyiganyiga kandi kuri mu mtekano wose kubera twaguhawe na Kristo, si ikintu tugerageza gushikako dukoresheje inguvu n'utwigoro twacu. Nk'ingaruka, ivyizigiro vyacu vyo kuzoronka umwandu tuzobishikako kubera yuko na ho nyene bishingiye ku vyo Kristo yakoze, ntibishingiye ku nkomezi no ku twigoro twacu. Ni co gituma, "ivyizigiro vy'ukugororoka bitandukanye cane n'ivyizigiro abo bibaza ko bashobora gushikanwa ku kugororoka biciye mu gukebwa n'ugukwirikiza imigenzo—ivyo na vyo mu vy'ukuri, bituma batagira ivyizigiro, bibasiga badafise ivyizigiro. Bizigira akameremere n'ibikorwa. Abo ico biteze ni igihano bakwiriye munsi w'umuvumo w'ivyagezwe." (Riddlebarger 1998d: 6)

Ku **murongo wa 6** Pawulo aheraheza iki kigabane atwibutsa yuko *"ari ugukebwa, ari ukudakebwa, bitagira ikimazi."* Vyongeye, ni ikintu kimeze nk'uguhanahana ivyiyumviro ku vyerekeranye n'ukurya ibipfungurwa mu ba **Rom 14** na **1 Kor 8**. Ubwoko bw'ivyo kurya urya nta co bivuze. Ibi bintu ntivyari bikwiye kuba ibibazo abakristo bafatirako mu gucira imanza abandi kandi bakanatsindisha abandi bakristo. Ikintu nyamukuru, nkuko John Piper aja yarabivuze, ni ukwibuka yuko "atari ubwinshi bw'ivyo ukora ahubwo ni impwemu isunika ivyo ukora ifise ico isigura. Gukebwa kurashobora kuba 'ighikorwa c'Ivyagezwe' [**Gal 2:1-5**] canke igikorwa c'urukundo ciburuka kivuye mu kwizera [**Ivyak 16:3**]. Kwishira munsi y'ibifungurwa kanaka birashobora kuba ari 'igikorwa c'ivyagezwe' [**1 Kor 8:7**] canke igikorwa cidegemvya c'urukundo gikomoka mu kwizera [**Rom 14:21; 1 Kor 8:13**]." (Piper 1983a: nticashizwe ahabona) Ibibazo ni uko dukora ivyo dukora duhejeje kubikora mbega ni nde duha icubahiro.

Ibi bica bidushikana ku ciyumviro ciwe ca nyuma ku **murongo wa 6** c'uko ikintu nyamukuru kurusha ibindi vyose ari *"ukwizera gukorera mu rukundo."* Izi ni zo ngaruka z'agakiza kazanwa n'ukwizera gusa muri Kristo, kubera *"ukwizera gukorera mu rukundo"* kwerekana kamere k'ukwizera nyakuri gukiza ukwo ari kwo. Nk'uko ugukebwa kumeze—iyo bikozwe mu kugerageza kwunguka canke kugumana ukugira neza kw'Imana canke ikiganza ciza c'Iman a—ni ikimenyamenya c'uko uwo muntu *adakijijwe*, Pawulo ngaha ariko aravuga yuko *"ukwizera gukorera mu rukundo"* ari ikimenyetso c'uko umuntu y*akijijwe*. "Ukwizera" kurarengeye iciyumviro canke "*ivyizerwa"* vyo mu mutwe canke "ukwizera" ikintu kanaka. "Ukwizera" kurimwo inyigisho ikomeye cane (raba, uburorero, **Ivyak 2:22-24, 32-36; Rom 1:1-4; Rom 10:9; 1 Kor 15:1-8**). Ariko ukwizera gushingiye ku kwizigira ico Kristo yadukoreye ntibisigura yuko "ubu dushobora gukora ivyo tugomba vyose." Ni vyo, ukwizera gukiza kurimwo ibintu bikomeye vy'inyifato n'ingeso (raba, uburorero, **Ef 2:8-10; Yak 2:14-20; Mat 28:18-20; Yohana 14:23-24**) kandi hakabamwo n'ivyerekeranye n'urukundo hamwe n'ukwitanga (raba, uburorero, **Yohana 15:4-11, 12-15; 17:3; 21:15-17**). Mu yandi majambo, ukwizera kw'ukuri, ukwizera gukiza kugizwe n'ubugingo bwacu bwose kandi kugaragarira mu Rukundo. Martin Luther abivuga muri ubu buryo, "Ukwizera gutegerezwa kuba ukutagira uburyarya. Gutegerezwa kuba ukwizera gukora ibikorwa vyiza biciye mu Rukundo. Iyo ukwizera kubuze urukundo ntikuba kukibaye ukwizera kw'ukuri. . . . Kwiyumvira ko, 'nimba ukwizera gutsindanishiriza umuntu ata bikorwa, reka rero ntihagire ikintu na kimwe dukora,'ni ugukengera ubuntu bw'Imana. Ukwizera kutagira ibikorwa si ukwizera gushobora gutsindanishiriza umuntu. . . . Imbere mu mutima [ukwizera gutsindanishiriza umuntu] kugizwe n'ukwizera Imana, inyuma na ho kugizwe n'ugukunda abandi bantu." (Luther 1535: ku vyerekeranye na Gal 5:6). "Ukwizera gukiza igihe cose kuvyara urukundo kandi urukundo ni ikimenyamenya c'uko hariho ukwizera nyakuri" (Piper 1983c: nticashizwe ahabona). Iyo ukwo kwizera gukiza kudakoze gurtyo, aho rero ntikuba kukibaye ukwizera kw'ukuri gukiza. Ivyo bimeze gurtyo kubera yuko urukundo ruva ku Mana, Imana ni urukundo (**1 Yohana 4:7-8, 16**), kandi na twe dukwiriye gushushanywa no gusa na we (**Rom 8:29; 1 Kor 15:49; 2 Kor 3:18**). Kanatsinda, *"Twebwe tugira urukundo, kuko ari yo yabanje kudukunda"* (**1 Yohana 4:19**; raba kandi **Ef 5:2**). "Hamwe umuntu yobaza ati, 'Ni gute ugukundwa n'Imana kuvyara ko na we ukunda abandi?' inyishu ni uko: Ukuvuka ubwa kabiri, ukuvuka gusha kurema urwo Rukundo ukunda abandi. Ukuvuka gush ani igikorwa ca Mpwemu Yera gifatanya imitima yacu yikunda, yapfuye kikayifatanya n'urukundo rw'Imana nzima n'umutima wayo w'urukundo kugira ngo ubugingo bwayo bube ubwacu kandi urukundo rwayo rube urwacu." (Piper 2009: 157) Ni co gituma, urukundo ni ikimenyetso ca mbere cerekana nimba umuntu mu vy'ukuri yaravutse ubwa kabiri canke nimba taravuka ukundi gusha.

Ukugene urukundo ari rwo rugize agatimatima k'imigenderanire rukristo (kandi n'Ubukristo ubwabwo) bigaragarira muri izi nzira zikurikira:

- Urukundo ni simusiga kugeza yaho Yesu yavuze yuko amabwirizwa abiri makuru ari, *"Mukundishe*

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n'ubugingo bwanyu bwose n'ubwenge bwanyu bwose," kandi *"Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda,"* ni rwo rufatiro rwa Bibiliya yose (**Mat 22:36-40; Mariko 12:28-34; Luka 10:25-28**).

- Urukundo ni simusiga kugeza yaho *"Udakundana ntazi Imana kuko Imana ari urukundo"* (**1 Yohana 4:8**), kandi *"Umuntu ni yavuga ati Nkunda Imana, akanka mwene data wundi, aba ari umubeshi. Kuk'udakunda mwene Data yabonye ntashobora gukunda Imana atabonye"* (**1 Yohana 4:20**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho rufatikanije n'uguharirwa ivyaha vyacu (**Luka 7:36-50; 1 Pet 4:8**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho "inyanduruko" y'ukwigisha kw'abakristo ari *"ukugira bagire urukundo ruva mu mutima utanduye utarimwo ijwi ribagiriza ikibi no ku kwizera kutarimwo uburyarya"* (**1 Tim 1:5**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho ivyagezwe vyose bikubiye muri aya majambo, *"mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda"* (**Rom 13:8-10; Gal 5:14**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho muri rya joro imbere yuko apfa "icagezwe gisha" Yesu yahaye abigishwa biwe cari *"mukundane nk'uko nanje nabakunze"* (**Yohana 13:34; 15:17**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho *"ugukundana"* ari ikimenyetso Yesu yatanze *"abantu bose bazomenyerako yuko muri abigishwa banje"* (**Yohana 13:35**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho *"ari inzira irushiriza kuba nziza"* (**1 Kor 12:31**). Iyo umuntu adafise urukundo, nta co "amaze" naho yoba avuga indimi z'abantu n'iz'abamarayika, naho yogira Ingabire yo kuvugishwa n'Imana, akamenya amabanga yose, n'ubwenge bwose, kandi naho yogira ukwizera kwose, agashobora gukuraho imisozi (**1 Kor 13:1-2**). Iyo umuntu atagira urukundo, "ntaco" yunguka mbere naho yotanga ivyiwe vyose ngo agaburire aboro kandi naho yotanga umubiri wiwe ngo uturirwe, ariko atagira urukundo, ntaco vyomumarira (**1 Kor 13:3**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho *"dukwiye gukovya mu gukundana"* bitegerezwa kugaragara *"hejuru y'ibindi vyose"* bibaho (**1 Pet 4:8**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho ari *"icamwa ca mbere ca Mpwemu"* nk'uko bidondwa muri **Gal 5:22-23** kandi kigapfunyapfunya ibindi vyamwa vyose *"vy'ivyo Mpwemu yama"* (mu buryo butomoye, *"icamwa ca Mpwemu"* mu rudende, si mu bwinshi).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho ari *"rwo mugozi uzana gutungana"* ari rwo rutegerezwa kugaragara kurusha ibindi bintu vyose (**Kol 3:14**).
- Urukundo ni simusiga kugeza yaho Ivyanditswe birwita *"Icagezwe c'I Bwami"* (**Yak 2:8**).
- Isonga ry'urukundo ni ukwitanga: *"Nta wogira urukundo ruruta urw'uk'umuntu yigura abakunzi biwe"* (**Yohana 15:13**).
- Icagezwe c'urukundo kiragaragara: *"Ivyo mugomba kw'abantu babagirira vyose mube ari ko mubagirira namwe, kuko ivyo ari ivyagezwe n'ivy'abavugishwa n'Imana"* (**Mat 7:12; Luka 6:31**).
- Intumwa ziguma zihamagarira abizera zifatiye ku Rukundo kandi zigahanura abizera kugaragaza urukundo bakundana kurushiriza (**1 Kor 8:1; 16:14; 2 Kor 2:8; 8:24; Gal 5:6, 13; Ef 3:17-19; 4:2, 15; 5:2, 25, 28; Flp 2:1-2; Kol 2:2; 3:14; 1 Tes 3:12; 4:9; Flm 9; Heb 10:24; 1 Pet 2:17; 4:8; 2 Pet 1:7; 1 Yohana 4:7-11; 2 Yohana 5**).

Mu b'i **Gal 5:13–6:10** Pawulo azosigura ico ari co *"ukwizera gukorera mu rukundo"* mu buryo bugaragara.

- **5:7-12—**Ntimukurikire abo inyigisho zabo zitava ku Mwami wacu.

> ***7 Ko mwiruka neza ni nde yabateye gutenzekanya ngo ntimwumvire ukuri? 8 Iyo nyosha ntiyavuye kuri uwo abahamagara. 9 Umwambiro muke ututumbisha irobe ryose. 10 Ndabizigiye kubw'Umwami wacu yuko mutazogira uwundi mutima, ariko uwubahagarirka imitima, uwo ari we wese, urubanza ruzomusubirako. 11 Ariko jewe bene Dta, namba nkibarira abantu gukebwa, ni iki gituma ngihamwa? Igitsitaza c'umusaraba kiba carahindutse ubusa. 12 Icompa ababavurunga bakikona rwose.***

Iyo mirongo itandatu igize utuzitizo tureture tw'ivyo yongeyeko, yabivuzeko, imbere yuko Pawulo agaruka ku ciyumviro ciwe nyamukuru n'impari ku vyerekeranye n'umwidegemvyo wacu dufise muri Kristo hamwe na kamere k'ukuri, k'ukwizera gukiza. Iyi mirongo yerekana yuko ab'I Galatiya bari batanguye neza, bari bahereye ahantu heza. *"Biruka neza"* kandi *"bumvira ukuri"* (**umurongo wa 7**) bica Bizana kwongera kuvuga ihame ry'*"ukwizera gukorera mu Rukundo." "Kwiruka neza"* no *"kwumvira ukuri"* ntibitandukana na gato, birabangabanganye kandi bigaragaza yuko ukuri, ukwizera gukiza ari ukwizera kuzima, gukora. Si

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ukwizera kwo mu mutwe gusa, kwo mu bishobisho gusa ariko ni ukwizera gushirwa mu bikorwa mu buzima bwa misi yose. Ni co kimwe n'ivyo Pawulo yavuze muri **Flp 2:12-13**, *"[12] Nuko rero abo nkunda, nk'uko mwamye mugamburuka mube ari ko mushitsa agakiza kanyu, mutinya muhinda agashitsi, yamara si iyo ndi iyo gusa, ariko n'ubu nyene naho ntari iyo nimurushirize; [13] Kuko Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu, ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara."* Raba neza Pawulo yavuze ati *"mushitse"* agakiza kanyu, ntiyavuze ngo *"mukorere"* agakiza kanyu (raba kandi **Yak 2:14-26**).

Pawulo rero aca avuga yuko inyigisho mbi z'abigisha babi ntizikomoka ku Mana (**umurongo wa 8**) ariko zifise ingaruka nk'iz'umwambiro, mu yandi majambo, zirarandagata mu mubiri wose kugeza ishengero ryose ryanduye (umurongo wa **9**). Ariko nubwo biri uko, arerekana ubushizi bw'amanga bw'uko ab'i Galatiya batazova mu nzira nziza, igororotse, ariko ko bazobandanya kuba abizigirwa ku butumwa bwiza bw'ukuri; ku rundi ruhade na rwo, umwigisha w'inyigisho z'ibinyoma azocirwakw iteka n'Imana ku buzimire bwiwe (**umurongo wa 10**).

Imirongo ya 11-12 ni inyishu ya Pawulo ku bisa n'uko ab'idini ry'Abayuda bari bamurwanijeko. Abakwirikira idini ry'Abayuda bisa n'uko bariko baravuga yuko Pawulo atarwanya ugukebwa (raba **Ivyak 16:3** aho yakevye Timoteyo kubera intumbero kanaka yashaka gushikako). Ibintu nk'ivyo bavuga kwoba ari ugufata ivyo Pawulo yavuze batarinze kuraba icatumye abivuga. Abakurikira idini ry'Abayuda bariko baraha igikorwa ugukebwa n'insiguro Pawulo atigeze yigisha canke ngo yemere. Ico yashaka kuvuga ku murongo wa **11** ni uko "nimba mu vy'ukuri nigishije ugukebwa mu burya ab'idini ry'Abayuda babikora, none ni kubera iki norwanywa na bo? mbere, uko bafata ibintu gukuraho ukwikwiza kw'ico Kristo yakoze ku musaraba."

Ku **murongo wa 12** ashiraho "amajambo akomeye" ku bamurwanya bose kugeza yaho, kubera ugukebwa kwari ngirakamaro cane kuri bo, ko batari bakwiriye kugarukira ngaho gusa ariko ababarira yuko bari bakwiriye kubandanya mbere gushika naho bikona! Aha rero ntiyari yarengeje urugero kuko bamushavuje cane, kubera yuko muri **Mariko 9:43, 45, 47** Yesu yavuze ati, *"[43] Ukuboko kwawe ni kwagutsitaza, uguce igikonjo, vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse igikonjo, hako uja muri gehinomu mu muriro utazima, ufise amaboko yompi. . . . [45] N'ikirenge cawe ni cagutsitaza, ugice, vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse ikirenge, hako utererwa muri Gehinomu, ufise ibirenge vyompi. . . . [47] N'ijisho ryawe ni ryagutsitaza, urinogore, vyokubera vyiza kwinjira mu bwami bw'Imana upfuye ijisho, hako utererwa muri Gehinomu ufise amaso yompi."* Ikindi, muri **Flp 3:2** Pawulo yita abigisha b'ibinyoma nk'abo "bamwe bikebagura" canke "abikona." Ijambo ry'Ikigiriki *katatomē* ryerekana "ukwikona, ukwishahura, ukwibaga" (Zodhiates 1993: *katatomē*, 847). Zodhiates avuga ati, "Pawulo rero yita Abigisha b'Abayuda 'abayangayanga,' kubera inyuma y'ukuza kwa Kristo bigisha yuko ugukebwa kwo ku mubiri kwari gukenewe kugira ngo umuntu akizwe ariko vyongeye mu mitima yabo ata gukebwa kwarimwo" (Ico gitabu nyene; raba kandi Danker 2000: *katatomē,* 528 [iryo jambo rikoreshwa kuri "abo ugukebwa kuvyara ukuranduka (muri mpwemu)"]). Ico Pawulo ariko aravuga muri **Gal 5:12** mu vy'ukuri ni, "inyigisho z'abayoboke b'Idini ry'Abayuda zishika ku kwikona mu vy'impwemu; ni co gituma, kubera ugukata umubiri ari ngirakamaro cane kuri bo, bari bakwiriye kutagarukiriza ngaho gusa ku mubiri ariko bakabandanya no mu vy'impwemu ku wo ari we wese abizera kandi abayoboka."[20]

- **5:13-15—**<u>Ntumuhindure umwidegemvyo wanyu ngo muwugire akaryo ko kwidegemvya mu mubiri; ahubwo, mukundane (ni vyo bishitsa Ivyagezwe).</u>

  [13] bene Data mwahamagariwe umwidegemvyo, mugabo rero uwo mwidegemvyo ntimuwugire urwitwazo rw'akameremere kanyu, ariko urukundo rubatere gukorerana. [14] Kukw ivyagezwe vyose bihurira muri iri jambo ngo, "MUKUNDE BAGENZI BANYU NK'UKO MWIKUNDA." [15] Ariko ni mwashikurana, mugatsontsomerana, mwirinde ntimuhezanye.

Muri iyi mirongo Pawulo yongera guhera ku ciyumviro nyamukuru c'impari yari yatanguriye kuri **1-6** ku bijanye n'ingene dukwiriye kubaho ubuzima bwacu mu muco w'ukuri kw'uko agakiza kacu n'ubugingo bwacu vyubakira ku kwizera kwose Kristo ariko kutubakira ku bikorwa vy'ivyagezwe. **Umurongo wa 1** wari watanguye uvuga uti, *"Kristo yatugobotoye ngo tube mu mwidegemvyo"*; **umurongo wa 5** wari wavuze ku kugene ubugingo bwacu ubu *"mu buryo bwa Mpwemu, twiteze ivyizigiro vy'ukugororoka, kubw'ukwizera"*; kandi umurongo wa **6** wari waheraheje uvuga ku kamaro *"k'ukwizera gukorera mu rukundo."* Ivyo vyiyumviro nyamukuru bizobandanya kuvugwako no gusigurwa muri **Gal 5:13–6:10**.

Ku **murongo wa 13** Pawulo yongera kuvuga yuko ubutumwa bwiza buduhamagarira umwidegemvyo.

[20] Ivyo Pawulo avuga bigaragarira mw'Isezerano rya Kera. **Gus 23:1** havuga ibi, *"Uwumenetse amavya canke uwushahuwe ntazogere mw'ikoraniro ry'Uhoraho."*

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Aca arero asigura ico ari co uwo mwidegemvyo mu buryo bubiri: *"uwo mwidegemvyo ntimuwugire urwitwazo rw'akameremere kanyu, ariko urukundo rubatere gukorerana."* Ibi bishikana ku kwerekana insiguro y*"ukwizera gukorera mu rukundo"*. Agace ka mbere k'iyo nsiguro (*"uwo mwidegemvyo ntimuwugire urwitwazo rw'akameremere kanyu"*) kerekana yuko umwidegemvyo w'abakristo udakwiye kuba urwitwazo rwo gukora ivyaha, no kugira ingeso mbi. Ijambo "akameremere" rikoreshwa mu buryo butandukanye mu bihe bitandukanye. Rimwe na rimwe rikoreshwa ku kugene turi abantu, ahandi na ho rigakoreshwa ku mubiri ugaragara dufise. Muri ubu buryo, "akameremere" kavuga "ubushobozi bw'umuntu buva imbere muri we, ingeso, n'ibigize ukuri. Mu yandi majambo, 'akameremere' ni uwo ndi we nk'icaremwe muntu ndetse impinduka zimwe zishobora kubaho muri jewe kubera igikorwa c'Imana canke kubera ukuremwa ukundi gusha, ukuvuka ubwa kabiri, uguhingurwa. Kubera yuko muri jewe ndi umunyavyaha w'umugarariji, ngwanya Imana n'ico ari co cose iri hamwe n'uturangamutima twayo, iciyumviro c' 'akameremere' gifise insiguro atari nziza. Cerekana ko imbere mu mutima ndi umuntu mubi, ndi umugarariji, namogoreye gukora ibibi. Twoshobora kuvuga mu yandi majambo nk'ayo tutihenze iciyumviro ca Pawulo c' 'akameremere' muri ubu buryo nk'ukumogorera gukora icaha kw'umuntu.'" (Crabtree 2001: nticashizwe ahabona) Pawulo ariko arerekana yuko ubutumwa bwiza ari umwidegemvyo *ku* gupfa ku caha, atari umwidegemvyo wo *gukora* icaha. Ashikiriza ico ciyumviro nyene muri **Rom 6:1-2**: *"[1] Nuko tuvuge iki? Mbega twame dukora ivyaha kugira ngo ubuntu bw'Imana bugwire? [2] Biragahera! Twebwe twapfuye ku caha, twoba tukbibamwo dute?"*

Yesu yavuze ati, *"Nukuri Nukuri ndababwire, ukora icaha wese ni umuja w'icaha"* (**Yohana 8:34**; raba kandi **Tito 3:3**). Yesu yariko aravuga ati ugukora icaha bigira umuja umuntu akora icaha. Ikibituma ni uko icaha ubwaco ari ubushobozi, kandi ubwo bushobozi burakora (**Ita 4:7** [*icaha kibunze ku rugi kandi ni wewe cipfuza"*]; raba kandi **Rom 6:12; 7:8, 11**). Ikindi, ububasha bwo gukora bw'icaha buba imbere muri twebwe (**Rom 7:17, 20-21, 23**). Kiba mu "mutima" w'abantu, mu yandi majambo, imbere muri twebwe, mu vy'ukuri abo turi bo (**Ita 8:21; Mat 12:34; 15:18-19; Mariko 7:20-23; Luka 6:45**). Ibi bizwi nk'aho ari ububasha bw' "icaha kiba mu muntu, icaha c'inyanduruko." Pawulo acita "ivyagezwe" biri imbere mu mitima yacu (**Rom 7:21, 23, 25**). Yita icaha kiba mu muntu ivyagezwe biri imbere muri twebwe kubera "ari ihame rikomeye ry'ikintu kiba muri twebwe imbere mu mitima" gituma duhengamira kandi kikadukwegakwegera ku gukora ivyo kigomba, kandi icaha cose dukora "congereza iryo hame kandi kigakomeza ingeso y'ugucumura" (Owen 1979: 7, 27). Icaha kitubamwo cipfuza kutuganza (**Ita 4:7**); kiraganza kandi kiripfuza (**Rom 6:12**); gikora ibitagororotse (**Rom 6:13**); kirashobora kutuganza (**Rom 6:14**); iyo kironse urwitwazo, akaryo kivyara ukwipfuza kw'uburyo bwose (**Rom 7:8**); kirahendahenda kandi kirica (**Rom 7:11**); kigwana intambara kandi gishobora kutugira imbohe, inyagano (**Rom 7:23**).

Nubwo icagezwe c'icaha kiba imbere mu muntu, ububasha bw'icaha kuri twebwe bwarasanganguwe na Kristo (raba **Rom 6:6-22**). Ubu ubuntu buraganje muri Kristo (**Rom 5:21**); twaracunguwe icaha (**Rom 6:7, 18, 22**); icaha ntikikidufiseko ububasha bwo kutuganza (**Rom 6:14**). Ahubwo, Imana yahaye Abakristo ububasha burengeye ubw'icaha—Mpwemu Yera. Mu bubasha bwa Mpwemu Yera ntitugikwiye kwumvira ivyaha biba muri twebwe ariko turafise ububasha bwo kurwanya amageragezwa yodutuma ducumura kandi tukabaho nk'uko ubugombe bw'Imana buri (**Rom 6:17-18; 7:6; 8:12-14**). Ico Pawulo yashatse kuvuga ni ugukoresha umwidegemvyo wacu muri Kristo mu kwumvira "ibwirizwa ry'imbere mu mutima" ry'icaha ni ikinyurane no gukorera mu mwidegemvyo w'ukwizera. Vyoca bidusubiza mu buja co kimwe no kugerageza kwitsindanishiriza canke kwiyeza mu kwishira munsi y'"ivyagezwe vy'inyuma" vy'amategeko n'ivyabuzanijwe vyodusubiza mu buja. Vyose binyuranye n'ico ubutumwa bwiza n'ukwizera kw'ukuri gukiza bisigura kandi bisaba.

Igice ca kabiri c'uwo **murongo wa 13**, *"ariko urukundo rubatere gukorerana,"* hatanga urundi ruhande "rwiza" rw'ico umwidegemvyo muri Kristo n'ukwizera kw'ukuri gukiza bisigura. Raba ako kayobera bahinga k'umwidegemvyo muri Kristo: umwidegemvyo wacu si ukwishira mu vyipfuzo no mu bihimbaro vyacu vyo kwigungirako no kwikwegerako ariko ni umwidegemvyo wo gukorera abandi mu Rukundo nk'uko na Kristo yadukoreye (raba **Yohana 13:3-17**). Ni kubera iki ugukorera abandi mu mwidegemvyo ari urukundo ariko gukorera umubiri, akameremere k'umubiri ari ubuja? "Kubera *urukundo* rusunikwa n'umunezero w'ugusangira n'ugusabikanya *ivyuzuye n'umusesekara wacu*, ariko *ibikorwa vy'akameremere k'umubiri* bisunikwa n'ivyipfuzo vy'ukwuzuza *ikinogo kiri imbere mu mitima yacu*. Insiguro y' 'akameremere k'umubiri' mu gitabu c'ab'i Galatiya si igice kigize umubiri, yamara ni agatimatima k'umuntu kumva ko hariho agahaze kanini imbere muri we kandi kakagomba gukoresha uburyo ashobora gushikira buri mu bubasha bwiwe kugira ngo yuzuze ako gahaze, kabuze. Iyo ari idini, gashobora gukoresha ivyagezwe; iyo ako gahaze katerekeranye n'idini, gashobora gukoresha ukunywa ibiboreza. Ariko hariho ikintu c'ukuri: umubiri ntiwigenga. Ujakariye ivyipfuzo bipfuye, bitagira akamaro mu kugerageza kwuzuza ako gahaze, ico kinogo kituzuye, gishobora kwuzuzwa na Kristo wenyene. . . . igihe dukunze, ntituba tugizwe abaja bo gukoresha ibintu canke abantu kugira ngo twuzuze

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ikinogo muri twebwe kigaragara. Urukundo ni umusesekara w'ivyuzuye muri twebwe. Ni co gituma, urukundo ari yo ngeso yomyene canke inyifato yonyene dushobora gukora mu mwidegemvyo. Igihe Imana itubohoye ku kwiyagiriza n'ubwoba n'ubusambo maze ikatwuzuza ukuba muri twebwe kwayo, ikindi kintu conyene tuba dusigaranye ni umunezero w'ugusangira ivyo bibogaboga kandi vyuzuye muri twebwe." (Piper 1983c: nticashizwe ahabona) Ni co gituma **1 Kor 13:5** havuga yuko urukundo *"ntirurondera ivyarwo."*

Umurongo wa 14 uvuga yuko ivyagezwe vyose bishitswa n'aya majambo, *"mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda."* "'Ukunde mugenzawe nk'uko wikunda' si itegeko ry'ukwikunda. Ni itegeko ry'ugufata urukundo rwawe ruja ruriho wikunda maze ukaca urugera ko ukaba ari rwo ukunda abandi, canke ugererako abandi." (Ico gitabu nyene.) kugira ngo ivyo ushobore kubikora mu buryo bwuzuye twoba dukwiriye kumara uwo mwanya, ivyiyumviro, ingoga, n'amahera twikoreshako kugira ngo tumererwe neza bikaba ari na vyo dukoresha ku bandi kugira ngo na bo nyene bamererwe neza nk'uko na twe tuba tumerewe neza. Uyu ni umuhamagaro ukomeye—ariko kandi iki ni co Yesu yadukoreye, kandi dukwiye kugera ikirenge mu ciwe, n'ugushushanywa n'ushusho yiwe (**Rom 8:29**). Iki ni co Unbutumwa bwiza—n'ukwizera kw'ukuri gukiza—bisigura kandi bisabaku bugingo bwacu. **Umurongo wa 15** utanga ikinyuranye n'ivyo, ni ukuvuga, yuko ni mwashikurana muzohezanya, muzomarana. Ico ni ikigereranyo c'ukugene ibikoko bikorerana igihe bishonje biraryana bikamarana. Yamara muri Kristo ntidushonje ariko twaratsindanishirijwe, twaremewe mu muryango, kandi twuzuye Mpwemu Yera.

Muri make, iyi mirongo itwibutsa yuko Kristo ahanini aduhindura. "Umusaraba utubohora ububasha bw'icaha, ugasenda uburake bw'Imana, ukatwoza ukwiyagiriza n'amarabaga y'icaha, ugahuza, ukuzuza abizera n'Imana, kandi ukatuzanira intsinzi ku bansi bacu bo mu vy'impwemu batubangamiye" (Demarest 1997: 196). Igihe umuntu ahindukiriye Kristo, aca ahabwa umutima musha (**Ezek 36:26; 2 Kor 3:3**), ivyiyumviro vya Kristo (**1 Kor 2:16**), kandi Mpwemu ava kuri Kristo (**Ezek 36:26; Yohana 14:17**). Gukizwa no kumatana na Kristo biha Abakristo imigenderanire, n'ubucuti bushika n'Imana Imana biciye muri Kristo: turashobora *"kwegera ata bwoba intebe y'ubuntu"* (**Heb 4:16**; raba kandi **Heb 7:19**) kubera yuko Kristo ari "mu" bizera (**Yohana 14:20; 17:23; Rom 8:10; Gal 2:20; Ef 3:17; Kol 1:27; 1 Yohana 3:24; Ivyah 3:20**) kandi abizera bari "muri Kristo" (**Rom 8:1; 12:5; 16: 6, 7, 9-10; 1 Kor 1:2, 30; 4:10, 15; 15:18, 22; 2 Kor 1:21; 5:17; 12:2; Gal 1:22; 3:28; 6:15; Ef 1:3; 2:6, 10; Flp 1:1; Kol 1:2; 1 Tes 2:14; 4:16; 1 Tim 3:13; 2 Tim 3:12; Flm 23; 1 Pet 5:14**). Gukizwa no kumatana na Kristo biha Abakristo intumbero nsha n'insiguro nsha y'ukubaho. Indangagaciro za Kristo n'ivyo ashira imbere bica bicika indangagaciro zacu hamwe n'ivyo na twe dushira imbere; akorera muri twebwe kugira ngo atugire, aduhindure duse na we (**Rom 8:29; Flp 2:12-13**). Gukizwa no kwimatanya na Kristo bireme abantu ukundi gusha (**Yohana 3:3; Rom 6:4; 2 Kor 5:17; Gal 6:15**): duca dushirwa mu muryango w'Imana nk'abana bayo (**Yohana 1:12; Rom 8:14-17, 23; 9:4; Gal 3:26; 4:5-7; Ef 1:5; 2:19; 1 Yohana 3:1**) kandi tugaca tugiranira imigenderanire miremire ishika nka bene Data (uburorero, **Mat 12:50; Ivyak 1:16; 6:3; 11:29; 12:17; 16:40; 18:18; 21:7, 17; Rom 14:10; 1 Tim 5:1-2**). Ntitukiri munsi y'ivyagezwe vy'ibigaragara canke ngo tube inyagano y'ububasha bw'icaha kiba muri twebwe ariko turongorwa n'Ijambo ry' Imana biciye muri Mpwemu Yera. Ubugingo bwacu bugaragazwa *"n'ukwizera gukorera mu Rukundo"* ukwo na kwo kukigaragaza mu gihe *"biciye mu Rukundo dukoreranirana"* mu *"gukunda bagenzi bacu nk'uko na twe twikunda."* Uku no ko ubutumwa bwiza n'ukwizera kw'ukuri gukiza gusa uko ivyo bibiri biba hamwe mu bugingo bw'ukuri bwa misi yose.

- **5:16-26—**Ibikorwa vy'akameremere k'umubiri n'ivyamwa vya Mpwemu biratandukanywa.

[16] Ndavuga nti Mugendeshwe na Mpwemu, ni ho mutazoshitsa ivy'akameremere kanyu kipfuza. [17] kukw akameremere kipfuza ivyo Mpwemu yanka, kandi mpwemu yipfuza ivy'akameremere kank: kukw'ivyo bihiganwa, ngo ntimukore ivyo mugomba. [18] Ariko namba murongorwa na Mpwemu, nituganzwa n'Ivyagezwe. [19] Kandi ibikorwa vy'akameremere kacu biramenyekana, ni ibi: ubushakanyi, ibihumanya, ivy'isoni nke, [20] gusenga ibigirwamana, uburozi, ubwansi, intonganya, ishari, uburake, ikeba, kwitandukanya, ibice, [21] igono, kuborerwa, kudandahirwa, n'ibindi ben'ivyo. Ivyo ndabibaburiye, nk'uko nabibaburiye kera, yukw abakora ibisa birtyo batazorarwa ubwami bw'Imana. [22] Arikw ivyo Mpwemu yama ni urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba umwizigirwa, [23] ubugwaneza, ukwirinda: ibimeze birtyo, nta vyagezwe bibibuza. [24] Kandi aba Kristo Yesu babambanye akameremere kabo n'ivyo gahahamiye, n'ivyo kipfuza.
[25] Namba tubeshwaho na Mpwemu, tuyoborwe na Mpwemu. [26] Ntitwifate uko tutari, ngo twandurutsanye, tugiriranire ishari.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Mu gutangurira ku majambo "Ndavuga nti," ni amajambo yerekana ubudasa, iki gice gihambaye gifatira aho **umurongo wa 15** wahereje. Kitwereka ingene *"mu rukundo [dushobora] gukoreranirana"* kandi *"ntidutsontsomerane."* Ico kigabane gitandukanya uko ukubaho mu kameremere, mu mubiri kumeze n'uko ukubeshwaho na Mpwemu kumeze.

Twabonye aho hejuru yuko "umubiri" ufatiye kuri "kameremere" kacu ka kera k'icaha kagizwe n'icaha kiba imbere muri twebwe. **Imirongo ya 16-17** iriko iratubarira yuko igihe tuje, duhindukiriye Kristo Imana idaca ikuraho kameremere kacu ka kera ariko ko ica iduha ikintu gisha kandi gifise ububasha bwinshi kurushiriza—Mpwemu Yera. Mpwemu Year yakirwa mu kwizera nk'ikigize ukuvuka gusha, ukuvuka ubwa kabiri (**Gal 3:2-5, 14;** raba kandi **Ezek 36:27; Yohana 3:5-8; 14:16-20; 2 Kor 3:3; Gal 4:6; Tito 3:5-7**). Mpwemu akoresha Ijambo ry'Imana n'umubiri wa Kristo kugira ngo adushoboze kurwanya ububasha bw'icaha kitubamwo kandi no guteza imbere akameremere gasha, akameremere kipfuza gusa na Kristo no gukora nka we (mu yandi majambo, ingendo y'ukwezwa).[21] Kubw'ivyo, mu Mukristo wese hariho intambara imbere mu mutima, kubera yuko Abakristo bonyene nib o bafise ubwo bumeremere bubiri (ak'umubiri n'aka Mpwemu).[22]

Uku kutumvikana kw'imbere mu mutima hagati y'Umubiri na Mpwemu ni kwo kugize iki kigabane cose. Ku bijanye n'uku kutumvikana kw'imbere mu mutima, Kim Riddlebarger avuga kuri iki kintu gikomeye cane: "Kenshi Abakristo babarirwa yuko kunigana n'icaha kandi n'ugusa n'ukuneshwa, canke ukubura ukuja imbere mu kunesha, ni ibituma abantu bokekeranya ku gakiza kabo baronse, canke ko Imana yabahevye. Ariko nkuko Pawulo abigaragaza neza, ni Umukristo wenyene, arimwo Mpwemu w'Imana, aca muri ivyo bibazo vy'uko habaho ukunigana kw'imbere mu mutima kw'Umubiri na Mpwemu canke 'icaha kiba muri we.' Abatari Abakristo baba bari mu 'mu mubiri' gusa kubw'ivyo Mpwemu w'Imana ntashobora gutuma haba ukunigana imbere mu mutima. Ni co gituma ukwo kunigana n'icaha ari kumbure ikimenyetso simusiga c'uko umuntu aba yarakijijwe! . . . Iki ni co gituma dukwiriye dutegerezwa kumenya tudakekeranya ko twakijijwe kandi n'ikiganza c'Imana kikaba kuri twebwe tubikuye ahanini ku masezerano Imana yaduhaye mu Vyanditswe, aho kwubakira agakiza kacu ku gutera imbere kwacu mu kwera. Bamwe muri abo biyita ko bateye imbere mu kwera no mu kwezwa kurusha abandi ni na bo mbere usanga batanyuzwe na gatoya n'ukwo gutera imbere bariko baragira mu bugingo bwabo rukristo. . . . Nivyo n'ukuri ko tuzotera tuja imbere, rimwe na rimwe biragoye no kumenya ko twateye tuja imbere." (Riddlebarger 1998e: 3) John Piper yongera ko ibi, "Ukutumvikana mu mubiri wawe si kubi na gato. Nubwo twipfuza umunsi igihe umubiri wacu uzotsindwa hanyuma hakaza ivyiyumviro vyiza bigororotse gusa akaba ari vyo vyuzura mu mitima yacu, ariko kandi hariho ikindi kintu kibi kurusha intambara iri imbere mu mitima hagati y'umubiri na Mpwemu; ni ukuvuga, iyo ata ntambara iriho imbere mu mutima kubera yuko Umubiri ari wo utwara iboma hamwe n'ibindi vyose bicungera iryo boma. Imana ishimwe ko hariho ahubwo intambara imbere mu mutima! Ukwumva yuko ui mu mutekano kandi uri mu caha ni urupfu. Mpwemu yaje kurwana n'Umubiri. Kubw'ivyo rema, humura nimba umubiri wawe wumva ko umengo hariho intambara irwanira muri wo rimwe na rimwe. Ikimenyamenya c'uko kumbure urimwo Mpwemu si uko utagira ivyiyumviro bibi hamwe n'ivyipfuzo bibi, ariko ni uko uba uriko urarwana n'ivyo vyiyumviro n'ivyipfuzo bibi!" (Piper 1983d: nticashizwe ahabona)

Ku vyerekeranye n'intambara iba mu vy'ukuri imbere mu mutima, **imirongo ya 16-17** na **24** ivuga ku "vyipfuzo" vy'umubiri kandi ko umubiri "ivyipfuzo vyawo" birwanya ivyipfuzo vya Mpwemu. Ayo majambo abiri mu Kigiriki ni amazina *epithumia* n'irivuga *epithumeō,* ayo nay o kenshi na kenshi agahindurwank' "ivyipfuzo" kubera yuko yerekana icipfuzo gikomeye, kwipfuza, kuvuga ngo icompa, hamwe n'ibinezereza (Danker 2000: *epithumeō, epithumia,* 371-72; Zodhiates 1993: *epithumeō, epithumia,* 627). Ijambo "guhahamira" (Ikigiriki = *pathēmasin*) ku **murongo wa 24** ni co kimwe na *epithumia*. Ukwo "guhahamira" ntigufatiye ku vyipfuzo vy'ubusambanyi gusa canke ivyipfuzo vy'umubiri ariko hafatiwe ku vyipfuzo vy'icaha vyose vya kameremere kacu kaguye. Ikoreshwa ry'ayo majambo ntirinyuranye na kameremere kacu gakorera muri twebwe kubera icaha kitubamwo. **Imirongo ya 19-21** itanga uburorero bw'ivyo vyose duhahamira, n'ivyo twipfuza. Pawulo ntariko aratanga urutonde rwose rw'ivyipfuzo vy'umubiri ariko ariko arerekana bimwe mu biserukiye ivyo bindi vyipfuzo vyose vy'akameremere k'umubiri. Raba neza ivyo kameremere gahahamiye,

[21] "Ugukangurwa canke igikorwa c'ubuvyutse ca Mpwemu w'Imana ni co kimwe n'ugukebwa mu masezerano na Aburahamu na Mose. Ugukebwa cari ikimenyetso c'inyuma ku rukoba, kigaragara ko umuntu yarobanuwe kugira ngo aronke umugisha w'Imana nk'umwana wa Aburahamu. Mw'Isezerano Risha na ho–Ubutumwa Bwiza–na ho nyene hariho ikimenyetso c'inyuma kigaragara ko umuntu yarobanuwe kugira ngo aronke yakire umugisha wa Aburahamu. Ariko ugukebwa kwo ku rukoba si co kimenyetso, kubera ikimenyetso c'ukuri cerekana yuko umuntu ari umuragwa w'ukuri w'umwandu ntikigirwa n'amaboko y'abantu, ariko kigirwa n'ukuboko kw'Imana. Ugukebwa nyakuri ni ikimenyetso gisigara imbere–mu 'mitima' yacu–biciye mu gikorwa c'ijuru ca Mpwemu w'Ijuru co guhingura." (Crabtree 2001: nticashizwe ahabona)

[22] Ibi ntibisa mugabo ni ingereranyo ya Yesu we afise utumere tubiri, umuntu n'Imana

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ivyipfuzo, n'ubushakanyi vyadonzwe ku **mirongo ya 19-21**, igihe bishizwe mu ngiro bikigaragaza, Bizana ugutabagurana n'ukuryana, n'ugutsontsomerana Pawulo yamye avuga ku **murongo wa 15**. Murabe neza kandi ko ivyo akameremere k'umubiri gahahamiye n'ivyipfuzo vy'umubiri bigaragarira mu bice vyose habe mu bugingo bw'imbere mu mutima hamwe n'ibiba vyakomotse imbere mu mutima bikagaragarira inyuma: ubusambanyi (ubushakanyi, ibihumanya, ivy'isoni nke); idini (gusenga ibigirwamana, uburozi); imigenderanire imbere mu mutima w'umuntu (ubwansi, intonganya, ishari, uburake, ikeba, kwitandukanya, ibice, igono); hamwe n'ivy'umuntu ku giti ciwe (ishari, ikeba, kuborerwa, kudandahirwa). Pawulo yanzura avuga ati *"abakora ibisa birtyo batazorarwa ubwami bw'Imana"* (**Gal 5:21**). Ijambo "ibikorwa" (Ikigiriki = *prassontes*) ryerekana ibintu bikorwa kenshi canke akamenyere (Zodhiates 1993: *prassō,* 1209). Mu yandi majambo, ubugingo bw'umuntu bufatira ku vy'isi kandi bwikwegerako, bukirabishako; si ubugingo bufatiye ku Rukundo rw'Imana canke urukundo umuntu afitiye mugezsi we, umubanyi wiwe. Nk'uko *"ukwizera gukorera mu Rukundo"* (**Gal 5:6**) ari ikimenyamenya c'uko umuntu yavutse ubwa kabiri kandi ko ari muri Kristo, ni na ko ubugingo bwerekanwa *"n'ivyipfuzo vy'umubiri"* ari ikimenyamenya c'uko uwo muntu ataravuka ubwa kabiri kandi ko atari muri Kristo. Ni co gituma, mu kuvuga kuri iyo ntambara iba imbere mu mutima hagati y'Umubiri na Mpwemu mu **Abaroma 8**, Pawulo avga ati, *"Kwitwararika ivy'umubiri kuzana urupfu . . . [7] kuko kwitwararika ivy'umubiri gutera kwanka Imana; kuko kutumvira ivyagezwe n'Imana, kandi kudashobora kuvyumvira, [8] kandi abaganzwa n'akameremere k'umubiri ntibashobora guhimbara Imana"* (**Rom 8:6-8**).

Imirongo ya 22-26 itandukanya kureka "umubiri" ko ari wo utwara ivyiyumviro vyacu n'ibikorwa vyacu mu kutwereka inzira irashe inyuranye n'iyo, n'ukugene dukwiye kubaho turongowe na Mpwemu (raba ingene umurongo wa **22** vyongeye utangura uvuga, utangurana n'ijambo "Ariko"). Uku ni "*ukurongorwa na Mpwemu, ukubeshwaho na Mpwemu"* (**umurongo wa 24**). **Gal 5:6** hari hashimikiye ku kugene *"ukwizera gukorera mu rukundo."* **Gal 5:14** hongerako mu kuvuga aya majambo, *"Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda."* Inzira yonyene yo gukora ivyo ni ukurongorwa n'ukubeshwaho na Mpwemu. Kubeshwaho n'ukurongorwa na Mpwemu vyerekanwa n'ukwama *"Imbuto ya Mpwemu"* (**imirongo 22-23**). Pawulo ariko aratandukanya neza *"Imbuto ya Mpwemu"* n' "*ibikorwa vy'umubiri"* (**umurongo wa 19**): "Ibikorwa vy'umubiri' ni ivyo ukora igihe are 'wemereye ivyipfuzo vy'umubiri.' 'Icamwa ca Mpwemu' ni ikigaragara mu bugingo bwawe igihe 'ugendeshejwe na Mpwemu.'" (Piper 1981: nticashizwe ahabona) Kubaho no kugendeshwa na Mpwemu no kubeshwaho n'ivyipfuzo vy'umubiri nibwo buryo bubiri bwonyene buriho. Pawulo yerekana yuko ku murongo wa **16** aho avuga yuko uko tugendeshwa na Mpwemu ntituzoshitsa ivyipfuzo vy'umubiri (raba kandi **Rom 8:1-14**).

Ni iKi kubeshwaho no kugendeshwa na Mpwemu? **Gal 5:18** havuga ku *"kurongorwa na Mpwemu."* Mpwemu yerekanwa ko akora, ko ari we yatanguye igikorwa; ko abakristo baja iyo abarongoye. **Umurongo wa 17** (ESV) uvuga ko *"ivyipfuzo vya Mpwemu birwanya [ivyipfuzo vy'umubiri."* Ibi vyerekana yuko Mpwemu afise ivyipfuzo vyiwe yisangije. Mpwemu atera ivyiyumviro vyiwe muri twebwe kugira ngo ahindure imitima "yacu," mu yandi majambo "ibitugize imbere mu mitima," abo turi bo vy'ukuri. Mpwemu akora kugira ngo ahindure, ahingure "vyose bigize ukuri kw'imbere mu mitima yacu, ivyo na vyo bikaba bigizwe: n'ubwenge, ubushishozi, n'ukumenya ukuri mfise; ivyo nshingiyeko mu kwizera, ivyo nizera; uko mbona ibintu, ibiseruka inyuma, n'inyifato n'ingeso ziri muri jewe; ivyo niyemeje gukora; uburangamutima mfise,; ivyipfuzo n'ivyo mpahamiye bindaje ishinga; hamwe n'ivyo nshira imbere mu vyiyumviro, mu nyifato, mu bikorwa, no mu vyipfuzo hamwe n'ivyo mpahamiye. Muri make, ibingize imbere mu mutima ni ubugingo n'ubuzima bwanje bwose hamwe n'ivyo naciyemwo vyose vyangize uko ndi." (Crabtree 2001: nticashizwe ahabona) Arashobora kubikora we nyene ata wundi abanje gucishako ariko kenshi na kenshi abikora acishije mu buryo bw'ubuntu: ijambo ry'Imana; Umubiri wa Kristo; ugusenga; n'amasakaramento. "Kugendera muri Mpwemu ni ukuba mu bigize ubuntu—Ijambo n'amasakaramento—co kimwe n'ibintu nk'ugusenga no gukoranira hamwe, ingaruka ni ugukura mu buntu n'ugukura mu kumenya Umwami wacu Yesu Kristo kandi buke buke tukaguma dukura mw'ishusho yiwe." (Riddlebarger 1998e: 2)

Imirongo ya 16 na **25** ivuga ku "kuba" no "kugendeshwa" na Mpwemu. Ngaha, igikorwa n'uruhara rw'umukristo ni vyo bishimikirwako cane, ni ukuvuga ko, dukwiriye kwihata mu gukurikira, mu kwumvira, no mu gushira mu ngiro ivyizerwa n'ivyipfuzo vyatewe muri twebwe na Mpwemu Yera. Jack Crabtree abipfunyapfunya muri ubu buryo, "Mu buryo budasanzwe ivyipfuzo bitandukanye bizokwigaragariza mu buryo budasanzwe mu bikorwa bitandukanye. Ico Pawulo ashaka kuvuga rero ni uko iyo avuze ati 'Mugendeshwe na Mpwemu' ni nk'ibi: kugendeshwa na Mpwemu ni ukwigenza mu buryo bw'uko inyifato n'ingeso zawe n'ubugingo bwawe hamwe n'ibikorwa vyawe bigaragarira mu vyipfuzo no mu vyo Mpwemu w'Imana ahahamiye gutera mu mitima yabazoragwa ubugingo budashira. Mu yandi majambo, 'kugendeshwa na Mpwemu'ni ukugerageza, ni ukwigora kuba mwiza bivanye n'inzara n'inyota y'ukumera neza Mpwemu w'Imana yateye mu mitima y'abatoranijwe bayo." (Crabtree 2002: nticashizwe ahabona). Canke, nk'uko Piper

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

abivuga, "*Kugendeshwa na Mpwemu ni ivyo dukora igihe ivyipfuzo vyatewe muri twebwe na Mpwemu birengeye ivyipfuzo vy'umubiri*" (Piper 1981: nticashizwe ahabona)

Kugira ngo dushobore gukora ivyo, dutegerezwa kuba turi mu migenderanire myiza n' Imana muri Kristo, tubiheshwa na Mpwemu, biciye mu kwizera. Yesu yarabivuzeko muri **Yohana 15:5** aho avuga ati, *"uguma muri jewe nanje nkaguma muri we, ni we yama imbuto nyinshi."* Kubw'ivyo, "kugendeshwa na Mpwemu" bisigura kuguma muri Kristo kugira ngo wakire, umenye, maze ushire mu bikorwa ivyiyumviro vyiwe, akarangamutima kiwe, inyifato, n'ivyipfuzo vyiwe vyatewe muri twebwe na Mpwemu Yera. Ingaruka izoba yuko *"tuzokwama ivyamwa vyinshi,"* ni ukuvuga, *"ivyamwa vya Mpwemu Yera."* Ivyo turabikora—kandi Mpwemu aca aba ari we arongora imibiri yacu—mu kwizera. **Gal 2:20** havuga ibi, *"Ivyo nkora vyose nkiriho mu mubiri mbikoreshwa no kwizera Umwana w'Imana yankunze, akanyigura."*[23] **Gal 3:5** muri iyo nzira nyene avuga ati, *"Ibaha Mpwemu, igakorera ibitangaza muri mwebwe, mbeg'ibikoreshwa nuko mukora ibikorwa vy'ivyagezwe, canke n'uko mwumvise mukizera,?"* **Gal 5:5** hongerako ibi, *"kuko twebwe, mu buryo bwa Mpwemu, twiteze ivyizigiro vy'ukugororoka kubw'ukwizera."* Piper abivuga muri ubu buryo: "*ugendeshwa na Mpwemu igihe umutima wawe uruhukiye mu masezerano y'Imana*. . . . Kuruhukira mu masezerano y'Imana ni umuringoti wa Mpwemu. . . . Mu kurimbura ku bwizigirwa n'ubwiza bw'amasezerano y'Imana kugeza imitima yacu ibohotse ku bwoba, n'ukwiyagiriza hamwe n'ubusambo. Uku ni ko Mpwemu atwuzura kandi akaturongora. . . . Mpwemu akorera igikorwa ciwe gihambaye muri twebwe kandi akabicisha imbere muri twebwe mu kwumva ibivuye mu kwizera. Twezwa n'ukwizera kwonyene. Uburyo tugendeshwa na Mpwemu kugira ngo ntidushitse ivy'akamerememere kacu kipfuza ni ukwumva amasezerano y'Imana ahoraho no kuyizigira, kuyanezererwa no kuyaruhukiramwo." (Piper 1983d: nticashizwe ahabona). Aduhanura gukurikiza izi ntambuko zikurikira kugira ngo adufashe kugendera muri Mpwemu kandi tuabimenye ko turiko turagendera muri Mpwemu: (1) *Menya* yuko tudashoboye gukora ivyiza ndetse dushobojwe na Mpwemu Yera; (2) *Senga* kugira ngo Imana itume tumenya iyo Mpwemu aturongorera kandi tugendere mu nzira ziwe; (3) *Mwizigire* mu kwizera ko Mpwemu azodukiza ububasha bw'icaha nk'uko yabisezeranye kandi ko azokorera muri twebwe yishimikije uko yabigabiye; (4) *Dukore* mu buryo tuzi ko ari bwiza; kandi (5) *Dukengurukire* Imana ku karangamutima kose keza twashitseko canke igikorwa ciza cose twashoboye gukora. (Piper 1981: nticashizwe ahabona). Mu kuruhukira mu masezerano y'Imana no mu gukora ivyo bintu vyose turashobora kumenya tudakekeranya ko turiko turagendeshwa na Mpwemu.

Ibindi bintu bibiri vyo kugendera muri Mpwemu dutegerezwa kuvuga ko:

- Ubwa mbere **umurongo wa 24** uvuga yuko *"aba Kristo Yesu babambanye akamerememere kabo n'ivyo gahahamiye, n'ivyo kipfuza."* **Gal 2:20** hari havuze yuko, *"Nabambanywe na Kristo, ariko ndiho, yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe."* Itandukaniro ni uko **Gal 2:20** harik haravuga ku biba igihe umuntu ahindukiriye Kristo mu kwizera. Kamerememere kacu ka kera kabambanywe na we (**Rom 6:5-6**), twahambanywe na we (**Rom 6:4**), kandi twaruranywe na we mu bugingo bwacu bushasha muri we (**Rom 6:8, 11; Ef 2:5-6**). Ubu rero ko turi muri Kristo, si twebwe twabambwe (babikorewe), ariko tuguma tubamba "umubiri" (kamerememere kacu ka kera k'icaha hamwe n'ububasha bw'icaha kiba mu muntu). Pawulo ariko aritiza ishusho n'ikigereranyo ca Yesu: *"Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe uko bukeye, ankurikire"* (**Luka 9:23**; raba kandi **Mat 10:38; 16:24; Mariko 8:34; Luka 14:27**). Tubamba umubiri mu gutega ugutwi Mpwemu, mu kwizigira Mpwemu, mu kwumvira, mu kuba mur Mpwemu, hamwe n'ukugendeshwa na Mpwemu aho kwumviriza, kwumvira no kugendera mu vyipfuzo vy'umubiri. Ivyo tubikora umunsi ku munsi mu ngingo zose dufata.
- Ubwa kabiri, **umurongo wa 25** uvuga ngo, *"ni twabaho muri Mpwemu, reka vyongeye tugendeshwe na Mpwemu."* **Umurongo wa 16** vyongeye wavuze uti *"mugendere muri Mpwemu."* Yamara, amajambo "kugenda" muri iyo mirongo ibiri aratandukanye. Ijambo rikunzwe gukoreshwa "kugenda" rikoreshwa ku **murongo wa 16**, ariko ku **murongo wa 25** ijambo (Ikigiriki = *stoicheō*) rivuga ku "gukwegerwa mu murongo" canke "kwumira ku kintu, kwemezanya, gukurikira, canke kwishushanya n'umuntu canke ikintu cibazwa ko ari co rugezo kw'uko umuntu akwiriye kwitwara, kwigenza" (Danker 2000: *stoicheō,* 946). Crabtree avuga yuko "kugendeshwa na Mpwemu" bishobora gusigurwa "kugendera mu bibangabanganywe n'ivyipfuzo Mpwemu arema mu bo yatoranije" (Crabtree 2001: nticashizwe ahabona).

"Kubamba umubiri" no "kugendera mu bibangabanganywe n'ivyo Mpwemu yipfuza" ni nk'impande zibiri zose zerekeranye n'ukwihana: turahindukira *tukava* mu bibi maze *tugahindukirira* ivyiza. Vyose ni ngombwa, birakenewe. Ni co gituma, tudakwiye kwigirira akagongwe ("kubamba"!) mu guhindukira tukava mu vyaha n'ibibi igihe cose ivyipfuzo vy'imibiri yacu n'ivyo ihahamiye, n'igihe amageragezwa aseruye umutwe. Muri ubwo buryo nyene, dutegerezwa kwitoza indero mu gukwirikira Mpwemu. Dukwiriye

[23] Raba neza ijambo "umubiri" muri uyu murongo rifatiye ku kamerememere ka kera k'icaha ariko rikavugwa ku mubiri wiwe.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

"gushira ivyiyumviro vyacu" ku bintu vya Mpwemu (**Rom 8:5-6**), *"kurondera ivyo mw'ijuru"* (**Kol 3:1-2**), kandi *"mube ari vyo mwiyumvira kandi mugenderamwo"* (**Flp 4:8**). Turakwiye kwama dukoresha uburyo bw'ubuntu nk'ukwiga n'ugusoma Bibiliya, gusenga, n'ishengero. Muri make, mpwemu yipfuza kuganza no gutegeka ubugingo bwacu bwose—umwanya wacu, amahera, ivyo dusoma n'ivyo turabisha amaso, imigenderanire yacu n'abandi, n'ibindi nk'ivyo. Muri ubwo buryo, *"ni ho tutazoshitsa ivy'akameremere kacu kipfuza"* (**Gal 5:16**).

Ibindi bintu bibiri vy'*ingaruka* y'ukugendeshwa na Mpwemu zitegerezwa kuvugwako:

- Ubwa mbere, **Gal 5:18** havuga hati, *"Ariko namba murongorwa na Mpwemu, ntimukiganzwa n'Ivyagezwe"* (raba kandi **Gal 5:23**). Iki cete cose camye ari ivyiyumviro n'impari kuri abo bose bipfuza gushira abakristo munsi y'Ivyagezwe. Kare, Pawulo yari yerekanye ko muri Kristo, tutakiri munsi y'umuvumo w'ivyagezwe kubera *"Kristo . . . yahindutse, yacitse umuvumo kubwacu"* (**Gal 3:13**), kandi ntitukiri inyagano z'ivyagezwe kubera Kristo yatubohoye, yaducunguye (**Gal 5:1**). Ngaha Pawulo yamye avuga ku bijanye *"no kugendeshwa na Mpwemu"* mu buryo bunyuranye kwuzuza *"icipfuzo c'umubiri."* Ku murongo wa **17** yariko aravuga ko umuntu ari mu mubiri agomba gukora ibikorwa vy'umubiri, ariko ivyagezwe biragwanya kandi bikatuboha *"kugira ngo ntidukore ibintu bitunezera."* Yamara, ivyagezwe ntibirwanya ikintu na kimwe ku muntu *"arongorwa na Mpwemu"* yipfuza gukora, ni co gituma abarongorwa na Mpwemu bashobora gukora *ivyo bagomba vyose* (mu yandi majambo, *"ibimeze birtyo nta vyagezwe bibibuza,"* **umurongo wa 23**). Impamvu ni uko Mpwemu atera muri twebwe "ivyipfuzo n'ivyo duhahamiye gukora" bishasha mu mitima yacu kandi, *igihe cose umuntu aba yumviye, yubashe kandi agakwirikira Mpwemu*, ivyo vyipfuzo n'ivyo duhahamiye gukora bishasha vyose ni ivyo guhesha Imana icubahiro.
- Ubwa kabiri, *"icamwa ca Mpwemu,"* ari ingaruka z'ukubaho n'ukugendera muri Mpwemu, kiri mu rudende, nubwo bifise ibintu vyinshi bitandukanye. Ibi vyerekana intumbero imwe n'iyo ubugingo butera buja, bihesha Imana icubahiro muri Kristo (**Yohana 16:14-15**; raba **1 Kor 6:20**). Ikoreshwa ry'iryo jambo mu rudende vyongeye vyerekana yuko ivyo bindi vyose vyamwa bikurira hamwe kandi ni co gituma vyose bitegerezwa kurabirwa hamwe nkaho ari umuntu akura muri Kristo. Ivyo vyamwa nta na kimwe kibaho ukwa conyene, n'urufatangane. Ko icamwa ca Mpwemu gitangurirwa n'urukundo vyerekana yuko ikindi camwa, canke ibindi vyamwa (umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba umwizigirwa, ubugwaneza, ukwirinda), ivyo vyose ni ibigenga urukundo canke ubugingo bubayweho mu*"kwizera gukorera mu rukundo."* Kanatsinda, ugukurira hamwe kw'ivyo vyamwa vyose ni ikimenyetso c'uko vyamuka kuri Mpwemu. Ku rundi ruhande na rwo, umuntu atarongorwa na Mpwemu arashobora kugira bimwe muri ivyo tuvuze (uburorero, amahoro canke umunezero) bivanye n'ukugene yaremwe, ameze canke bivuye mu twigoro ariko kandi hakaba harimwo ukwirata canke ishavu canke ukwipfuza canke kutigarura. Ni co gituma Yesu yavuze yuko igiti kimenyerwa ku vyo cama (**Mat 7:16-18; 12:33; Luka 6:43-45**).

Ikoreshwa ry'ijambo "ivyamwa" ni imvugo ngereranyo y'ukugene ibiterwa bikura. Ivyo vyerekana yuko ugukura mu kumera nka Kristo, co kimwe no ku giti canke igiterwa, biza buke buke nk'uko n'igiti gikura bukebuke, ariko ugukura nk'uko ni ngombwa. Ikindi, ivyamwa vya Mpwemu ni ivy'imbere mu mutima—ivyamwa ni impinduka z'umutima n'ingeso z'umuntu. Kandi nubwo izo mpinduka ziba imbere mu mutima w'umuntu nta nkeka ko zizohindura ingeso n'inyifato zigaragarira inyuma ku muntu mu bice vyose bigize ubuzima. Nuko, nk'uko *"ibikorwa vy'umubiri, vy'akameremere"* bifise ingaruka zo mu bice vyose bigize ubuzima, ni nako *"ivyamwa vya Mpwemu"* na vyo nyene bifise ingaruka mu bice vyose bigize ubuzima. Yamara, ingaruka z'ivyo bibiri, mu muntu imbere mu mutima hamwe no mu bantu, bizotandukana cane.

Ubwa nyuma, **imirongo ya 25-26** itanga impfunyapfunyo y'iki kigabane cose. **Umurongo wa 25** utubarira yuko *"iyo tubeshejweho na Mpwemu,"* mu yandi majambo, nimba twarahinguwe, twaratsindanishirijwe maze tukaronka ubugingo bwacu busha tubuhawe na Mpwemu, aho rero dutegerezwa "*kugendesha na Mpwemu*", mu yandi majambo, kwumva, gutahura, kwumvira, kandi tugakora, tugashira mu ngiro ico Mpwemu atubarira. Ku **murongo wa 26** Pawulo atandukanya ivyo n' "ukwirata, ukwishimira ingorane, n'ishari". Ivyo bintu vyose bidushira hagati na hagati, mu kwishira hejuru, mu kwirarira (kwirata), mu kudahuza n'abandi (kubateza ibibazo), canke kugomba kuba no gushusha nk'abandi (kwipfuza). Canke uvyiyumvireko mu bundi buryo, mu kwirata canke mu bibazo duca twibaza ko dusumba *abandi* canke turi beza gusumba abandi, ariko mu kwipfuza no mu kugira ishari tuba twibajije ko turi *babi* kurusha abandi. Uburyo bwose umuntu abibona, Mpwemu Yera ni rwo rugezo rwacu dukwiye kwemezanya ko, dukwiye gukurikira, kandi dukwiye kwipimako. Uwurongorwa na Mpwemu ntajanwa n'ibishobisho, n'uko ari umuntu acishije bugufi canke arengeye abandi, ariko *"ntimugire ico mukora kubwo gukebana canke ukwifata uko mutari, ariko*

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

mwicishije bugufi, umuntu wese yiyumvire yuko uwundi amuruta" (**Flp 2:3**). Naho **imirongo ya 19-21** itanga kumbure uburorero bugaragara *"bw'ibikorwa vy'umubiri"* kurusha uko **umurongo wa 26**, kwirata, ibibazo, hamwe n'ishari bigaragaza yuko *"ivyipfuzo vy'umubiri"* bishobore kuba ivyiyoberanije. Turashobora kuggerageza gutanga insiguro kuri ibi bintu. Mbere, shiti twiyubaye, turanashobora mbere kutanabona yuko twaguye mu vyaha vy'ivyipfuzo vy'umubiri. Ubugingo bwacu ni intambara yo muri mpwemu. Uburyo bumwe bwonyene tuzoshobora kunesha ni ukwizigira imisi yose uburongozi bwa Mpwemu Yera, ni ukugendeshwa na Mpwemu Yera.

- **6:1-10—**Uburyo budasanzwe dushobora gushira mu ngiro *"ukwizera gukorera mu rukundo" no "kugendeshwa na Mpwemu."*

Nubwo ivyamwa vya Mpwemu (**Gal 5:22-23**) ari *ingaruka* zidasanzwe z'ukugendera muri Mpwemu, igice gisigaye c'ivyo Pawulo yashikirije ku vyerekeranye *"n'ukwizera gukorera mu rukundo"* no *"Kugendera muri Mpwemu"* ni amahame yo muri rusangi. Yaratanze uburorero bugaragara bwerekana ico ari co *"ibikorwa vy'akameremere k'umubiri"* ingene bisa, ingene bimeze muri **Gal 5:19-21** na **26**. Akarorero konyene kagaragara yatanze mbere kerekeranye n'*"ukwizera gukorera mu Rukundo"* hamwe no*"kugendera muri Mpwemu"* kwari ukwibuka aboro (**Gal 2:10**). Ubu na ho rero Pawulo atanga uburorero bugaragara bw'*"ukwizera gukorera mu Rukundo"* no *"kugendera muri Mpwemu."*

- **6:1-5—**Twikoreranire imitwaro.

> ***[1] Bene Data, umuntu niyo yabonekakw icaha, mwebwe ab'impwemu mutunganye umeze artyo, mumuhanurishe umutima w'uburwaneza; kandi wiyubare ubwawe, nawe nyene woye kwoshwa nabi. [2] Mwakirane imitwaro, mushikane murtyo ivyagezwe na Kristo. [3] Umuntu ni yiyumvira ko ari agakomeye; kandi ata co amaze, aribesha. [4] Ariko umuntu wese asuzume igikorwa ciwe, ni ho azobona ico yirata ku mutumba wiwe bwite, atari kubwa mugenzi we. [5] Kuko umuntu wese azokwiyikorerera uwiwe mutwaro.***

Umurongo wa 1 utandukanya iumutima w'ukwirata, amanyama, n'ukwipfuza bivugwa muri **Gal 5:26** kandi ukerekana neza ingene Abakristo bategerezwa kwifata igihe abandi bacumuye cane cane kugarukana uwo muntu mu bwitonzi.[24] Ibi bikomoka mu butumwa bw'ubuntu ntibikomoka mu bikorwa Pawulo yamye arasigura muri iki cete cose: "Abakristo bagendera muri Mpwemu bategerezwa kwumva ko bakwiye kugarukira kuri abo bari mu ngorane z'icaha kubera yuko bobo, mu bandi bantu bose, ari bo bategerezwa gutahura yuko iyo ataba ubuntu bw' Imana kuri bo, yabahamagariye ukwizera muri Yesu Kristo n'ubwo na bo nyene bari abanyavyaha batabereye, aho rero, na bo nyene, bategerezwa kugira ubuntu ku bandi bahamagawe na Kristo akabashira mu bwami bwiwe butangaje biciye mu Butumwa bwiza bwa Kristo yabambwe." (Riddlebarger 1998f: 2) Mbere, ukugene twifata ku bandi (cane cane abandi bakristo) bacumuye bigaragaza nimba ku vy'ukuri dutahura ubutumwa bwiza canke tutabutahura.

Iki kirashobora kuba ingorane ikomeye mu mashengero menshi. Kenshi na kenshi, ikintu ca mbere bihutira gukora (ah'uko cari gikwiriye kuba ica nyuma) mu barongozi benshi b'amashengero ni uguca abantu bakoze ivyaha kanaka (nk'ugutwara inda utararongorwa). Ukuri kw'ishengero gutegerezwa kugumanwa, ariko kenshi inyifato y'abarongozi b'ishengero ni ukwihora n'ugukara aho kuba abanyempuhwe n'ikigongwe n'imbabazi n'ubugwaneza. Kenshi na kenshi ntiberekana icamwa ca Mpwemu canke ngo bamenye yuko umuntu yacumuye ashobora kuba akeneye imfashanyo umuryango wonyene w'ishengero rikundana ushobora gutanga. Intumbero yabo si ukugarukana umuntu nk'uwo ahubwo ni ukumuhana ukamuhasha.[25]

Biratangaje yuko ku murongo wa **1** Pawulo akoresha amajambo *"umeze artyo"* ku muntu yacumuye. Akoresha ayo majambo ahandi hantu habiri mw'Isezerano Risha kugira ngo avuge ku muntu yakoze icaha gikomeye, uwo muntu wo muri **1 Kor 5:1** yahora aryamana na muka se. ishengero ry'i Korinto ntiryari ryashatse kugira ico birivuzeko, no gutorera umuti iyo ngorane, ico kibazo, ni co gituma muri **1 Kor 5:5** Pawulo avuga ati, *"Nahisemwo guha Satani umeze artyo kugira ngo umubiri wiwe uranduke, ubugingo bwiwe buze burokoke ku munsi w'Umwami Yesu."* Murabe neza intumbero yo "kumuha Satani Satani" (mu yandi majambo,

[24] Uwo murongo uvuga yuko abari muri "mpwemu" bakwiriye kugarukana mu nzira nziza uwo muntu. "Ivyo bisigura gusa yuko ukwiriye 'kurongorwa na Mpwemu' (5:18), 'kugendeshwa na Mpwemu' (5:16, 25), 'twame ivyamwa vya Mpwemu' (5:22). Si ugufatira ku rugero rwo hejuru rw'Ubukristo, ariko ni umukristo wese asanzwe yuzuye Mpwemu. Abantu barimwo Mpwemu ni abantu basanzwe bashobozwa na Mpwemu adasanzwe." (Piper 1983e: nticashizwe ahabona)

[25] Amahame y'ugutoza indero ishengero twarabivuzeko muri Menn 2017: 9-12. Amahame n'imiyobore y'uguharira n'ukunywana vyaravuzweko muri Menn 2007-2017.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

kumuca) kwari ukugerageza kuraba ko yomugarukana, yoteba akazokwongera kumuronka kugira ngo: *"ubugingo bwiwe buze burokoke ku munsi w'Umwami Yesu."* Uwo mugabo biboneka kumbure ko yihanye kandi akerekana ivyamwa vy'ukwihana kw'ukuri kubera yuko **2 Kor 2:6-8** hatubarira ibi bikurikira, *"[6] Ico gihano abenshi bamuhanye, kiramaze k'umeze artyo, [7] none ni co gituma mukwiye cane-cane kumuharira, no kumwirura, ng'umeze artyo ntarengerwe n'umubabaro usagutse. [8] Nuko ndabinginga mukomeze urukundo kuri we."* Mu yandi majambo, igihano cavyaye ingaruka nziza zari zipfujwe, ivyamwa vyiza vyari vyipfujwe mu gutanga ico gihano, ni co gituma Pawulo ariko aravuga yuko ishengero rikwiriye kwongera kumugarukana mu bandi, rikamuharira, rikamwirura, rikamwereka urukundo.

Umurongo wa 1 n'uwa **4** uduhanura twebwe twese *"kwiyubara no kwirinda kugira ngo na twe ntitugeragezwe"* kandi ko dukwiye *"gusuzuma igikorwa cacu ku giti cacu."* Kubera yuko ibi bikoreshwa iyo hakozwe icaha n'ukugeragezwa, ico Pawulo ariko arakora ni ukwongera kuvuga ivyo Yesu yashingiyeko muri **Mat 7:2-5** ati *"kuko, uko muhinyura abandi ariko muzohinyurwa namwe; kandi ingero mugeramwo muzoyigererwa namwe. [3] Urabira iki akabango kari mu jisho rya mugenzawe, kandi inkingi iri mu jisho ryawe ntuyitegereze? [4] Wobwira ute mugenzawe, uti Zana ngutosore akabango kari mu jisho ryawe, nawe ufise inkingi mu jisho ryawe? [5] Wa ndyadya we, banza witosore inkingi iri mu jisho ryawe, uheze ubone neza gutosora akabango kari mu jisho rya mugenzawe."*

Umurongo wa 2 ubandanya kwagurira ku ciyumviro co ku **murongo wa 1** igihe utubarira *"mwakirane imitwaro, mushikane murtyo Ivyagezwe na Kristo."* Umutwaro ni ikintu "ico ari co cose kigerageza kwonona umunezero w'ukwizera kwacu—caba ikintu kibi cabaye kigerageza kudutuma twokekeranya ukugira neza kw'Imana [uburorero, ingwara, canke kubura akazi, canke kubura uwo wakunda, canke ukuba inyakamwe, canke ugutabwa], canke icaha icaha gishaka kudukwegera mu kwiyagiriza no mu rubanza" (Piper 1983e: nticashizwe ahabona). Kwikoreranira imitwaro, kwakirana imitwaro vyongeye birumvikana kandi ni co cerekana ko ubutumwa bumaze gukura kandi ni ko ishengero ryategerezwa kuba rimeze. Ni ko bitegerezwa kumera kandi ivyo biba iyo ubutumwa bumaze gukura mu bantu kubera yuko na Kristo yikoreye imitwaro yacu—umutwaro w'ivyaha vyacu hamwe n'isono ryavyo n'ukwiyagiriza hamwe n'igihano tutari gushobora kuriha. Ikimazi ciwe yadutangiye ni akarorero kacu kerekana ukugene dukwiriye gufata abanda, n'ivyo dukwiriye kubakorera. Nk'uko yavuze muri **Yohana 13:34-35**, *"[34] Ndabaha icagezwe gisha: ni mukundane, nk'uko nabakunze, abe ari ko namwe mukundana. [35] Ni mwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko muri abigishwa banje."* Kwikoreranira imitwaro vyongeye ni ibigaragaza kandi vyerekana ugukura kw'ishengero. Abizera bose bashizwe mu muryango w'Imana (**Rom 8:15, 23; 9:4; Gal 4:5; Ef 1:5; 2:19**). Ni co gituma, ishengero ari umuryango (**Mat 12:49-50; 2 Kor 6:18; Gal 6:10; Ef 2:19; 1 Tim 3:15; 5:1-2; Heb 3:6; 1 Pet 4:17**). Dhati Lewis abivuga gurtya, "Ishengero *ntirimeze* nk'umuryango; ahubwo ishengero ni umuryango. . . . Ibi bishobora kugaragarira mu kugene ijambo *umwigishwa*, ryakoreshwa cane mu gice ca mbere c'Isezerano Risha, ryavuyeho inyuma y'igitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa. Ryaciye risubirizwa n'ijambo *mwene Data* ahandi hose hasigaye muri Bibiliya yose." (Lewis 2015: nticashizwe ahabona) kanatsinda, ishengero ni urugo canke umuryango ni kimwe mu bintu vyavuzweko cane kw'ishengero mw'Isezerano Risha. Akamaro k'ibi ni uko *imiryango yitaho abayo, baritwararikana*. Dukwiye kwibaza iki kibazo, "mbega mbona bene Data muri Kristo nk'aho ari abavukanyi banje mu *vy'ukuri*?" kandi "mbega abantu bose bo mw'ishengero ndimwo biyumva ko bakunzwe bari mu muryango witwararikana kandi witanaho?" Muri make, dufata bene Data, abavukanyi muri Kristo kumwe tukabakunda kumwe, tukabitwararika kumwe, kandi tubafasha kumwe mu *buryo bugaragara* mu kwikoreranira imitwaro nk'uko twokwikorera umutwaro w'uwo tuvukana ku mubiri kuri Data na Mama?

Ku **murongo wa 2** Pawulo afatira *"ku cagezwe vya Kristo."* Ivyo co kimwe na **1 Kor 9:21** ni ho honyene yerekana ingene hakoreshwa ayo majambo mw'Isezerano Risha. Yamara, *"Icagezwe ca Kristo"* tugisanga mw'Isezerano Risha ryose. "Icagezwe ca Kristo" si inyigisho gusa za Yesu ariko ni inyigisho z'abanditsi b'Isezerano Risha bose (raba, uburorero, **Yohana 14:24-26; 16:12-15; 17:8, 18-20; 1 Kor 14:37; Gal 1:11-12; Ef 2:20; 1 Tes 2:13; 2 Tes 2:15; 3:6, 14; Heb 2:3; Ivyah 1:11**). Mu vyagezwe vya Kristo harimwo "amahame yo muri rusangi hamwe n'ido n'ido ry'ibisabwa" (Moo 1984: 30). Si "amategeko canke urukurikirane rw'ivyagezwe n'ivyabuzanijwe, ariko agizwe n'inyigisho ziwe n'iz'intumwa kandi n'ivyo Mpwemu Yera abarongorerako n'ivyo abarongoreramwo. Urukundo ni rwo ivyo vyagezwe vyenenako, kandi hariho ukubandaniriza gukomeye ku vyagezwe vya Mose, kuko kuri vyinshicane cane ivyagezwe n'amategeko ya Mose yarasubiwemwo, kandi ni yo yinjijwe muri ibi vyagezwe vya Kristo.' . . . Vyongeye dufatiye kuri iki gisomwa ([Gal] 5:16-26) ni igikorwa camuka mu camwa ca Mpwemu Yera. Gifatanijwe n'uko vyose bikomoka kuri Mpwemu nk'uko inyigisho za Pawulo zerekeranye n'ico ari co kubaho nk'umukristo, ibi vyerekana cane yuko igikorwa ca Mpwemu Yera uko arongora abantu ni ikintu gikuru c'ivyo vyagezwe vya Kristo." (Moo 1993: 368-69) mu nca make, "Ivyagezwe vya Kristo birumvikana neza. Vyarahishuwe mu buryo bw'amategeko n'ibitegerezwa gukorwa, ari na vyo vyavuzwe mu nyigisho z'inyifato za Yesu (uburorero, inyigisho zabereye ku

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

musozi) hamwe no mu mpanuro z'intumwa z'ukugene dukwiriye kubaho twisunze yuko twamatanijwe na Kristo (uburorero, Ef. 4-6; Kol. 3, n'ahandi.)." (Irons 2002: nticashizwe ahabona)

Ivyagezwe vy'Isezerano rya Kera ntivyashoboye gukora ivyo Yesu n'Ivyagezwe vya Kristo bishobora gukora (**Gal 2:16; 3:2-5, 11, 21**; raba kandi **Ivyah 15:10-11; Rom 8:1-4**). "Ibigize Ivyagezwe vy'inyuma ntivyashoboye kuvyara, gutuma habaho ukugororoka, ahubwo vyavyuye ivyaha bivyara urupfu (Rom. 7:5, 8-10; 2 Kor. 3:6)" (Ico gitabu nyene). Yesu wenyene ni we atanga "ubugingo" (**Yohana 3:36; 4:14; 5:24; 6:40, 68: 10:10; 11:25; 14:6; 20:31**). Yavuze yuko ni "twaguma" canke ni "twabandaniriza" mw'ijambo ryiwe aho ni ho *"tuzomenya ukuri kandi ukuri kuzoduha kwidegemvya"* (**Yohana 8:31-32**). Ijambo ryayo riraduhindura "imbere mu mutima bikagaragarira inyuma" tugahinduka tugasa n'ishusho ya Kristo ubwiwe (raba **Rom 8:29; 12:2**). John Piper abiguga gurtya, "Mose yaduhaye ivyagezwe mugabo ntivyashoboye guhindura imitima yacu kugira ngo dushobore kwumvira ata gahato. Ubwibone bwacu n'ukutagondwa izosi n'ubugarariji Mose ntaco yashobora kubikorako. Ariko igihe Kristo yaduhamagarira kwumvira icagezwe ciwe c'urukundo, aratwiha we ubwiwe, akatwitangira kugira ngo yice igisato c'ubwibone, ahindure imitima yacu, adushoboze na Mpwemu wiwe kandi adushoboze gushitsa icagezwe ciwe." (Piper 1983e: nticashizwe ahabona) Kubw'ivyo, "Igihe abanditsi b'Isezerano Risha bari bahanganye n'ibibazo vy'inyifato mu mashengero menshi bandikiye, vyari kuba vyoroshe gushingira ku Vyagezwe Cumi. Ariko uko si ko babikoze. Reka rero tuvuge ibi nk'aho ari ryo jambo ngenderwako: Urufatiro rw'Isezerano Risha ku ngingo zerekeranye n'inyifato n'ibikwiriye hamwe n'ibidakwiriye ntibigifatiye kuri Mose kuri Sinayi ariko bifatiye kuri Kristo i Karuvari. . . . Mu gutorera umuti ibibazo bijanye n'ibihwanye n'ibidahwanye, kanatsinda ibintu vyose bisaba gufata ingingo (ivyo ari vyo vyose biba ivy'ibikwiye n'ibidahwanye), ikibazo dukwiye kwibaza ni ikin, 'ni iyihe nzira canke ibikorwa canke inyifato ijanye n'ubutumwa bwiza nkwiye kujana?'" (Goldsworthy 2000: 96) Ni co gituma, kurongorwa na, kuba muri, no kugendeshwa Mpwemu Yera ari ukwumvira no gushitsa ivyagezwe vya Kristo.

Imirongo ya 3-4, co kimwe n'agace ka nyuma k'**umurongo wa 1**, bishimikira ku kwisuzuma. **Umurongo wa 3** uriko urerekana yuko bamwe muri twebwe batagomba kwikorera imitwaro y'abandi kubera twiyumvira yuko ivyo tubirengeye kandi ntitugomba kwicisha bugufi kugira ngo dufashe abandi (cane cane abari mu mutwgo w'icaha). Ico **imirongo ya 1, 3-4** iriko iravuga ni "Ntiwipime, ntiwigereranye n'abandi; ahubwo ni wigereranye na Kristo wenyene." Ubutumwa Bwiza buhishura yuko ataco dushoboye, tudashobora kwifasha kandi ko tutari beza kurusha abandi. Kuko ndazi ko atari Kristo *nta kintu na kimwe* noshobora gukora (**Yohana 15:5**), ndashobora kukorera imitwaro y'abandi ntagoberewe, ntidoga, ata manyama n'ubwibone, muri mpwemu y'urukundo n'impuhwe n'imbabazi.

Birashoboka kugaragara yuko gufatira ku "kwirata" ku **murongo wa 4** hanyuranije na **Gal 5:26** havuga yuko yuko tudakwiye kwifata uko tutari, tudakwiye kwirata no kwishima. Ivyo si ko biri. Ico ashaka kuvuga ku murongo wa **4** ni ukwigereranya n'abandi, ukwipima ku bandi, kuko ivyo bishobora gutuma wishima, wirata kuko wibaza ko uruta, usumba abandi. Ahubwo, ni wirabe hanyuma urabe kuri Kristo. Ni wabikora urtyo, uzoca ubona yuko ikintu conyene cotuma wishima, wirata ari *"Umurararaba w'Umwami wacu Yesu Kristo"* (**Gal 6:14**; raba kandi **Rom 15:17-18; 1 Kor 1:31**). Mu buryo nk'ubwo nyene, **umurongo wa 5** (*"Kuko umuntu wese azokwiyikorerera uwiwe mutwaro"*) ntuhushanije n'umurongo wa **2** (*"Mwakirane imitwaro"*). **Umurongo wa 5** uriko uravuga ku rubanza. Twese twashizwe mu bihe kanaka kandi twahawe ibikorwa kanaka muri ubu bugingo. Twese tuzoca imbere y'intebe y'Imana iducire imanza y'ivyo twakoze vyose. Ntidushobora gusunurira ku bandi ivyo bikorwa n'urwo ruhara rwacu. Ku **murongo wa 2** "abakristo bari hamwe kugira ngo bafashanye bashobore kwikorera imitwaro muri izi ngorane z'ubuzima. Ku [**murongo wa 5**]. Abakristo babarirwa yuko umuntu wese ategerezwa gukora igikorwa yahawe muri ubu buzima; nta burenganzira na bumwe bafise bwo kwidokora ngo bitege ko abandi babakorera ivyo bategerezwa gukora." (Zodhiates 1993: *phortion,* 1452) Kanatsinda, hamwe *"twokwakirana imitwaro"* tunezerewe kandi ata gahato ubu, aho ni ho twokwitega gucibwa imanza tudatinya kuko tuzoba twabaye "abashumba bez abo kwizigirwa" (**Mat 25:21, 23**) *"bashikije icagezwe ca Kristo."*

- **6:6-10—**Ico ubiba cose ni co uzokwimbura, kubw'ivyo dukorere ivyiza abantu bose igihe cose tukibishoboye.

  [6] Ariko uwigishwa ijambo ry'Imana ahe umwigisha mu vyiza vyose. [7] Ntimuzimire: Imana yo nticokorwa; kukw ic'umuntu abiba cose ari co azokwimbura. [8] Ubiba mu buryo bw'umubiri azokwimbura ukubora mu mubiri; ariko ubiba mu mpwemu azokwimbura muri Mpwemu ubugingo budashira. [9] Twame dukora ivyiza, ntiducobogore, kukw'igihe ni cashika tuzokwimbura, ni tutarambirwa. [10] Nuko rero, iyo turonse uburyo, tugirire bose neza, cane cane, ab'inzu y'abizera.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Ihame nyamukuru ryinyegeje inyuma y'ibi muri iki kigabane ni *"ic'umuntu abiba cose ari co azokwimbura"* (**umurongo wa 7**). Iri hame ni ngirakamaro cane kugeza yaho Pawulo aritangurirako akoresheje itegeko (*"Ntimuzimire"*) hamwe n'iki cemezo (*"Imana yo nticokorwa"*). Iri hame turisanga muri Bibiliya yose (Raba uburorero, **Yobu 4:8; Imig 1:31; 11:18, 25; 14:14; 21:13; 22:8; Yer 17:10; Hos 8:7; 10:12-13; Mariko 4:24; Luka 6:37-38; 2 Kor 9:6; Ef 6:8; Jas 3:18**). Ni muri ayo majambo aguma asubirwamwo yuko Imana izocira imanza abantu n'amahanga kandi akabishura "ibihwanye n'ibikorwa vyabo [canke "inzira" canke "ibikorwa"]" (**Abacamanza 1:6-7; 9:22-24, 56-57; 2 Sam 12:9-12; 1 Abami 2:32-33; 20:35-42; 21:17-19; 2 Ngo 6:23, 30; Yobu 34:11; Zab 18:24; 31:23; 62:12; Imig 24:12; Umus 12:13-14; Yes 59:18; Yer 17:10; 25:14; 32:19; Ezek 7:3, 8-9, 20, 23-24, 27; 9:10; 11:21; 16:43, 59; 18:30; 22:31; 24:14; 33:20; 35:6, 11, 15; 39:24; Hos 12:2; Yoweli 3:5-7; Obad 15; Zek 1:6; Mat 16:27; 25:14-30; Luka 12:47-48; Yohana 5:28-29; Rom 2:1-6; 12:19; 1 Kor 3:8, 11-15; 2 Kor 5:10; 11:15; Gal 6:7-8; Ef 6:8; Kol 3:25; 2 Tim 4:14; Heb 10:26-27; 1 Pet 1:17; 2 Pet 2:20-22; Yuda 14-15; Ivyah 2:23; 14:13; 20:11-13; 22:12**). Iri hame risa n'ikibazo co muri iki cete cose, ahakuru, agakiza kaboneka ku buntu biciye mu kwizera mu buryo bunyuranye n'agakiza kaboneka kubw'amategeko n'ivyagezwe, ivyabuzanijwe, n' ibikorwa. Igituma ni uko: "ibikorwa ni inyongera ku kugene umuntu ameze muri Mpwemu imbere mu mutima. . . . Yamara urubanza si ugushira ku munzani ibikorwa vyiza n'ibikorwa bibi. Ahubwo, ibikorwa biboneka nk'aho ari icemezo simusiga c'uwo umutima wishimira; ibikorwa vyerekana ukwizera canke ukutizera, fubwizigirwa canke ubuhemu. Urubanza ruzogaragaza, ruzokwerekana nimba abantu bakurikiye Imana n'Umwagazi canke nimba bakurikiye abanda b'Imana." (Ngundu 2006: 1576)

Iyi mirongo ikorera kw'ihame ry'ukubiba no kwimbura mu nzira zitatu: igikorwa rukristo (**umurongo wa 6**); ukwera rukristo (**umurongo wa 8**); hamwe n'ugukorera abandi rukristo (**imirongo ya 9-10**):

- Igikorwa rukristo. **Umurongo wa 6** uvuga yuko ishengero ritegerezwa guhemba uwarigaburiye ivya Mmpwemu (raba kandi **Mat 10:9-10; Luka 10:7; 1 Kor 9:7-14; Rom 15:27; 1 Tim 5:17-18**). Akamaro k'ishengero ko guha ibifungurwa abarongozi beza tubibonera muri **1 Tim 5:18**, habura ivyo Mose yavuze (raba **Gus 25:4**) na Yesu (raba **Mat 10:10; Luka 10:7**). Isezerano Risha ntirivuga igiciro canke amahera canke uburyo bugaragara ishengero ritegerezwa gukoresha mu guhemba umupasitori waryo. Dufatiye kuri **1 Tim 5:18** *igiciro* c'ugushumbusha, mu gace kamwe, gifatiye ku kugene umurongozi w'ishengero akora akazi kiwe neza (mu yandi majambo *"ategeka neza"* kandi n'ukugene*"akora agacoka, akora cane"*), yamara kandi ivyo bivane n'ahantu aba ariko arakorera bivanye n'ibihe bidasanzwe aho hantu haba harimwo. Ibi bishobora gutuma baba abarongozi b'ishengero canke abanyashengero ubwabo barenza urugero: abarongozi b'ishengero bashobora kuba abakunzi b'inda, bagasaba guhembwa amahera menshi, canke bakaba abanebwe; ishengero na ryo rishobora kwidoga no gusaba umurongozi waryo ibidashoboka. Kubw'ivyo, ni ngirakamaro ko abarongozi b'ishengero n'abanyeshengero bakorera hamwe, bakagira *"umutima nk'uwa Kristo"* (**1 Kor 2:16**), kandi bakagendeshwa, bakagendera muri Mpwemu.
- Ukwera rukristo. **Umurongo wa 8** werekana ihame ryo kubiba no kwimbura, mu buryo bwiza no mu buryo bubi. "Kubiba mu mubiri" ni ukwitararika "ivyipfuzo vy'umubiri" nk'uko twabihanahanyeko ivyiyumviro muri **Gal 5:16-21**; "kubiba muri Mpwemu" ni ukurongorwa na, kubeshwaho na, no kugendera muri Mpwemu nkuko twabihanahanyeko ivyiyumviro muri **Gal 5:16-18, 22-25**. Uwu murongo werekana yuko *igihe cose* tuba turiko turabiba haba mu mubiri canke muri Mpwemu. Nta kintu na kimwe mu buzima kitagira ingaruka. Ikibazo ntigihagaze gusa ku gukora ibikorwa vyiza mu buryo bunyuranye n'ugukora ibibi. *Ibituma* umuntu akora ivyo yakoze ni vyo bikuru kurusha ibindi vyose. Mwibuke ivyo John Piper yavuze ubwa kare: Ikintu nyamukuru kiruta ibindi "si ikintu ahanini mukora nka Mpwemu igituma ubikora. Ugukebwa gushobora kuba ari 'igikorwa c'ivyagezwe' [**Gal 2:1-5**] canke igikorwa c'urukundo gikomoka mu kwizera [**Ivyak 16:3**]. Kwishira munsi y'amategeko y'ibifungurwa bishobora kuba 'igikorwa c'ivyagezwe' [**1 Kor 8:7**] canke igikorwa c'urukundo ciburuka kivuye mu kwizera [**Rom 14:21; 1 Kor 8:13**]. Nko kwigisha abana bo ku w'Imana, kuvuga ubutumwa, kuja mu mabarabara kwiyamiriza itegeko ryemerera abakorora inda kuko bavyishakiye, ugukoresha ibirwanishwa vya nuclaire, gusangiririra ivyokurya muri metro, akazi kawe bwite—ivyo vyose *bishobora* kuba 'ibikorwa vy'ivyagezwe' dukora mu nkomezi zacu, kugira ngo Imana iturabe ryiza [mu yandi majambo, 'kubiba mu mubiri'], canke bishobora gukorwa mu guca bugufi twishimikije inkomezi zacu Imana yaduhaye ku buntu ko mu bintu vyose ihabwa icubahiro [ni ukuvuga, 'kubiba muri Mpwemu']. Ingingo y'umuvumo canke umuhezagiro ivana n'*ukugene* twumviye [canke, umuntu ashobora kuvuga ati, *Igituma* wumviye] kandi ivyo bitera iteka nde, ni nde abishimirwa." (Piper 1983a: nticashizwe ahabona) Mu kuvuga yuko iyo umuntu abivye muri Mpwemu *"azokwimbura ubugingo budashira,"* **umurongo wa 8** werekana yuko ukugene umuntu abaho gufise *ingaruka z'ibihe bidashira*, si ingaruka zo muri ubu bugingo kuri iyi si. Abakristo barakwiriye kumenya

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ivyo. “Ikintu ashaka gushingirako muri iki gisomwa ni ubugingo budashira; si ukwezwa gusa, ariko kandi ni agakiza ka nyuma. Nimba uja mw’ijuru canke uja mu muriro bivane mu buryo kanaka nimba waradendebukiwe, waratezekanije mu gukora ivyiza canke utadendebukirwe.” (Piper 1983f: n.p.) Impamvu ni nk’iyi Onesimus Ngundu yavuze aho hejuru, “ibikorwa [mu yandi majambo, ukugene ubaho ubuzima bwawe] ni ivyongerwa ku kugene ubugingo bwawe bumeze muri mpwemu bukomoka mu mutima wawe” (Ngundu 2006: 1576).

- Ibikorwa rukristo. Mu **mirongo ya 9-10** ico ashimikirako kirimuka kikava ku kwezwa ku giti ca muntu kukimukira ku gukorera abanda mu kubakorera ibikorwa vyiza. Ibi bishobora kugaragara ko birusha, ariko ku **murongo wa 9** Pawulo adutera aduhimiriza mu kutwibutsa ihame ry’ukubiba no kwimbura: *“**igihe ni cashika tuzokwimbura, ni tutarambirwa**.”* Ntavuga ivyo tuzokwimbura ingene bizoba bimeze: birashoboka ko ari muri ubu bugingo; birashoboka ko mu bugingo butazoshira; canke birashoboka ko ari ivyo bibiri vyose. Arongerako ukugabisha gukomeye ko tuzokwimbura *“ni tutacobogora.”* Ibi bishimangira ivyo Yesu yavuze mu **Ivyah 2:7, 11, 17, 26; 3:5, 12, 21** aho atanga amasezerano k’ “unesha.” “Kunesha” bisigura kuba umwizigirwa—mu gukunda no gukorera abanda—gushika kw’iherezo. Ubu “bihagaze mu kunesha ugumanye [ugushinga intahe kw’ishengero] mu bwizigirwa mu bihe vy’uguhamwa n’amarushwa (uburorero, (Ivyah 2:9-11, 13; 3:8; 12:11); mu kunesha ububasha bwa wa Mugwanizi (uburorero, [Ivyah] 6:8 tuhasanishije na 6:9-11); mu kunesha icaha mu bugingo bw’abagize ishengero (raba [Ivyah] ibice vya 2-3); kandi no mu gutangura kuganza ku rupfu na Satani mu kwimatanya na Yesu (raba [Ivyah] 1:5–6, 18). Ukwihangana kw’ishengero, na kwo, ni kimwe mu bigize urwo rugendo rwo kunesha.” (White 2000: 175) **Umurongo wa 10** werekana yuko Abakristo bakwiriye gukorera abantu bose no gukora ivyiza ku bantu bose, bose abizera n’abatizera. Yamara, kubera turi umuryango (*“inzu y’abizera”*) dukwiriye mu buryo budasanzwe kwitwararikana no gukorera bene Data muri Kristo (raba kandi **1 Tes 3:12**).

IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. “Umwidegemvyo” muri Kristo bisigura iki kandi bisaba iki? Umwidegemvyo ku biki? Umwidegemvyo kugira ngo umuntu akore iki?

2. “Ukugororoka twahawe” bisigura iki kandi ni kubera iki gukomeye?

3. Abantu benshi bavuga yuko bizeye agakiza gatangwa n’ubuntu bw’Imana biciye mu kwizera ariko bikabagora bigatuma bakora cane bihagije kugira ngo bagure, baronke ukugira neza kw’Imana kugeza yaho *batumva* ubuntu bw’Imana. None twofasha gute abantu nkabo kugira ngo batahure ico ari co agakiza karonkwa ku buntu biciye mu kwizera bisigura kandi bumve ico ari co ubuntu bw’Imana mu buzima bwabo bwa misi yose?

4. Sigura ico ari co ukwizera kw’ukuri gukiza? Ukwo kwizera kugizwe n’iki?

5. Urukundo rufataniye hehe n’ukwizera?

6. Urukundo ku bukristo rufise akamaro kangana iki? Kubera iki bimeze birtyo? Amashengero yacu n’abakristo kw’isi yose birazwi ko ari ahantu h’urukundo n’abantu b’urukundo? Nimba atari uko biri, ni kubera iki? Nimba atari uko biri, twobikorako iki?

7. Ububasha “bw’icaha kiba mu muntu” ni iki? Twonesha ubwo bubasha gute?

8. Ni kubera iki umwidegemvyo wo “ugukorerana mu Rukundo” atari ubuja? Ku rundi ruhande na rwo, ni kubera iki gukora “ivyipfuzo vya kameremere” ari ubuja, atari umwidegemvyo?

9. Umuntu aronka iki, kandi aba abohotse ku ki, igihe ahindutse akifatanya na Kristo mu kwizera?

10. Kubera iki “intambara y’imbere mu mutima” hagati y’akameremere k’umubiri na Mpwemu ku mukristo ari ikintu ciza?

11. Ni iki Mpwemu Yera yipfuza guhindura mu bugingo bw’Abakristo? Akoresha uburyo ubuhe kugira ngo adushikane kuri ivyo?

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

12. “Kugendeshwa na Mpwemu” bisigura iki? Twobikora gute?

13. Ni kubera iki ari ngirakamaro ko “icamwa ca Mpwemu” kiri mu rudende, ariko kitari mu bwinshi, mbere n’ubwo “icamwa ca Mpwemu” gifise ibintu vyinshi bitandukanye?

14. Ni mu nzira izihe nk’abantu n’amashengero dushobora “kwikoreranira imitwaro” kandi tugashitsa icagezwe ca Kristo?

15. “Kwikoreranirana imitwaro” ni ingaruka y’ugukura kw’uko Isezerano Risha ryerekana ishengero nk’umuryango, kandi imiryango iritwaririkana. Mbega mbona bene Data muri Kristo nk’abo tuvukana kuri Data na Mama mu vy’ukuri? Mbega abakristo batari bake (n’amashengero) bafata bene Data muri Kristo n’urukundo rumwe, umwitwarariko umwe, kandi *bakabafasha kumwe* mu kwikoreranira imitwaro nk’uko twari dukwiriye kubigenza abo tuvukana kuri Data na Mana? Mbega abantu bose mu mashengero yacu biyumva ko ari bene data bakundwa kandi bari mu muryango ubitwararika? Nimba bitameze gurtyo, twokora iki kugira ngo duhindure ibintu kugira ngo nk’abantu n’amashengero tugendeshwe na Mpwemu nk’umuryango?

16. “Ivyagezwe vya Kristo” ni ukuvuga iki?

17. Ni kubera iki “Imana izocira urubanza ibikorwa vyacu” bitanyuranye n’agakiza gaciye mu buntu bwonyene biciye mu kwizera kwonyene aho kuba agakiza kazanwa n’ivyagezwe hamwe n’ibikorwa?

18. Ihame rijanye “n’ukubiba no kwimbura” rikoreshwa gute mu gikorwa c’abakristo, mu kwera rukristo, hamwe no mu gikorwa c’abakristo?

F. <u>Gal 6:11-18—Impfunyapfunyo n’umwanzuro:</u> <u>abo bashaka kubakeba ni indyadya kandi barafise ico bahekeyeko kibi, Imbabazi z’Imana n’ubuntu bw’Imana bube kuri abo bose bishimiye umusaraba wa Kristo.</u>

[11] Murabe ingene mbandikishirije ukwanje kuboko inyuguti nini nini. [12] Abagomba bose kwiha igikundiro ku vy’umubiri ni bo babagobera gukebwa, nta yindi nyanduruko, ni ukugira ngo ntibahamwe bahorwa umusaraba wa Kristo. [13] Kukw abakebwe na bo nyene batitondera ivyagezwe, ariko bashaka ko mukebwa, ngo birate imibbiri yanyu. [14] Ariko jeho sinkirate ikindi, atari umusaraba w’Umwami wacu Yesu Kristo, watumye isi imbera ikibambwe, na nje isi nkayibera ikibambwe. [15] Kuko gukebwa ata kimazi’ ikigira ikimazi ni icaremwe ni gisha. [16] Abazogendera kuri urwo rugezo, amahoro abe muri bo n’ikigongwe, no mu Bisirayeli b’Imana.
[17] Uhereye none ntihakagire umuntu angora, kuko mfise ku mubiri inkovu za Yesu. [18] Bene Data, Ubuntu bw’Umwami wacu Yesu Kristo bubane n’imitima yanyu. Amen.

Ivyo Pawulo avuga ku **murongo wa 11** ku bijanye n’*“ingene abandikishirije ukwiwe kuboko inyuguti nini nini”* bijanye n’ivyo yavuze muri **Gal 4:15** vyerekerane n’ukugene ab’I Galatiya *“baba baremeye kwinogora amaso, bakayamuha.”* Vyerekana yuko ingwara y’umubiri wiwe yari ingorane ijanye n’amaso yiwe (ari yo ishobora no kuba *“igisata mu mubiri wa”* Pawulo yafatiyeko muri **2 Kor 12:7-10**). Ibisigaye muri iki kigabane co guherezako, c’umwanzuro ntigipfunyapfunya gusa ibintu bikomeye gusa bw’ivyo yari yavuzeko mbere muri ico cete cose ariko kandi harimwo inkuru zikomeye yongeyeko dukwiriye kumenya.

Mu **mirongo ya 12-13** Pawulo agaruka ku kibazo nyamukuru catumye yandika iki cete: Ab’idini ry’Abayuda n’inyigisho zabo z’ukugene umuntu aba umukristo vyasigura yuko ukwizera n’ukwizigira Yesu vyonyene bitari bihagije, ariko yuko umuntu akwiriye kwizera Yesu + gukebwa, no kwumvira Ivyagezwe vya Mose, n’ibindi. Pawulo ariko arerekana yuko abizera idini ry’Abayuda ari idyadya: mbere n’ubwabo ntibakwirikiza ivyagezwe. Bameze nk’Abafarisayo, abo Yesu yavuzeko ati Muri **Mat 23:4**, *“Kandi bahambira imitwaro iremereye igoye itwara, bakayikoreza abantu ku bitugu, ariko ubwabo ntibagomba no kuyikozako urutoke”* (raba kandi **Luka 11:46**). Ikindi, bariko barigisha ko ari ngombwa ko abantu bakebwa kugira ngo *“ntibahamwe kubw’umusaraba wa Kristo.”* Mu vy’ukuri, urufatiro rw’inyigisho zabo rwari *urw’isi*: ubwa mbere bari barajwe ishinga n’umutekano wabo ku giti cabo n’ukubaho neza kwabo. Mu buryo nk’ubwo rero, urufatiro rw’inyigisho zabo rwari runyuranije n’ivyo Kristo yavuze igihe yabwira abigishwa biwe ati, *“Ntimuze mutinye abica umubiri, badashobora kwica ubugingo: cane cane mutinye ushobora guhonereza ubugingo n’umubiri muri Gehinomu”* (**Mat 10:28; Luka 12:4**), kandi *“Mwibuke rya jambo nababwiye , nt’Umushumba*

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

ntaruta shebuja.' Namba barampamye namwe bazobahama" (**Yohana 15:20**).

Iyo mirongo ibiri ivyura ikindi kibazo gikomeye ico Pawulo yari yaravuzeko mbere muri ico cete. Mu buryo burashe, iyo mirongo vyongeye yerekana yuko Ubukristo budasa n'ayandi madini ayo ari yo yose mw'isi. ahanini, Ubukristo si idini rirangwa n'imigirwa yok u rukoba no ku mubiri ariko ni ikintu c'imbere mu mutima kandi c'impwemu. Ibikorwa bigaragara ku mubiri canke imigenzo, imigirwa igaragara ku mubiri ni ibintu n'ibimenyetso vy'inyuma ku rukoba canke ku mubiri bishobora gufadika vy'ivyabaye imbere mu mutima n'ubuntu bw'ivy'impwemu Uhoraho Umwami atanga. Ubukristo ni ubukomoka mw'ijuru (ico Imana yadukoreye), si igikomoka ku muntu (ico dushobora gukorera Imana). Abashira imbere amadini yashizweho n'abantu bashingira cane ku bikorwa vy'abantu, ntibashingira ku musaraba wa Kristo. Pawulo yavuze muri **1 Kor 1:23**, *"Ariko tweho tubabarira ivya Kristo yabambwe, Uwo ku Bayuda ni ikigwisha, ku banyamahanga ni ubupfu."* Abakurikira idini ry'Abayuda bashaka kwiyorohereza ngo bazibukire umusaraba wa Kristo. Yamara, iyo hatariho umuaraba, nta n'ubutumwa bwiza buba buriho. Igihe cose turavye ku musaraba, twategerezwa kuguma twiyumvira tuti, "Ndi ngaha gusa, kandi Narakijijwe gusa, kubera *wewe*." Ico ni co catumye Pawulo avuga yuko ata kindi kintu na kimwe azokwirata *"ndetse umusaraba w'Umwami wacu Yesu Kristo"* (**murongo wa 14**).

Hariho ingaruka zigaragara zikomoka kuri ivyo ari na vyo Pawulo afatirako igihe avuga Ayuko biciye mu musaraba *"watumye isi imbera ikibambwe, na nje isi nkayibera ikibambwe"* (**umurongo wa 14**). Mu kuvuga artyo, Pawulo ariko arahakana "ivyo isi ishingirako, uburangagaciro bw'isi n'ukugene yifatanya n'ubwenge bwiwe n'ukugene isi yiyumvira ku bintu vy'icaha n'ubuntu—mu yandi majambo, ariko arahakana 'amahame y'urufatiro rw'ivo isi ibona' vyashirwa imbere n'abakurikira idini ry'Abayuda aho bitahurwa ko abantu bashikira ijuru mu 'kuba beza,' kandi ko batazoja mu muriro mu kudakora ibintu bibi bikomeye." (Riddlebarger 1998g: 6) Pawulo aratahura ico ari co kwishikanira Yesu utigabanije. Arazi ukuri kw'ivyo Yesu yavuze, *"Iyo muba ab'isi, isi iba ikunze icayo, maze kuko mutari ab'isi, ariko nabatoranije mub'isi, ni co gituma isi ibanka"* (**Yohana 15:19**). Yakobo yerekana ugutahura nk'ukwo nyene muri **Yak 4:4**, *"Ntimuzi yuko gucudika n'isi ari ukwanaka n'Imana? Nuk'umuntu wese agomba kuba incuti y'isi aba yigize umwansi w'Imana."*

Pawulo yagaragaje ukuri kw'ukwo isi yamubereye ikibambwe kandi na we ayibera ikibambwe abigaragarishije uguhinduka kudasanzwe kw'ubugingo n'ubuzima bwiwe vyabaye igihe yahindukirira kristo. Imbere yuko aza kuri Kristo, yari umutunzi kandi yari afise ububasha, yahama Abakristo (**Ivyak 7:58-8:1; 9:1-2; 22:3-5, 20; Flp 3:4-6; 1 Tim 1:13**). Ariko guhera igihe yihaniye, Imana yamweretse *"imibabaro uko ingana azoba akwiye kubabazwa ahorwa izina ryanje"* (**Ivyak 9:16**). Kandi ari ukubabazwa yarababajwe. Yabaye uwuhama abakristo ahinduka uwuhamwa (kandi mbere vyamuvyariye ugucibwa umutwe) kubera yuko yari yahindutse umukristo (raba **2 Kor 11: 23-33**). Kubw'ivyo ku murongo wa **17** avuga ati, *"*Mfise ku mubiri inkovu za Yesu*."* Izo *"nkovu za Yesu"* ni ivyirato vy'icugbahiro.

Umurongo wa 15 usubiramwo ivyo Pawulo yavuze mu b'i **Gal 5:6** yuko ikigize ubukristo atari imigirwa y'ivy'inyuma igaragara si imigenzo. Yamara, ku murongo wa **15** ahindura ingene avuga ibigize ubukristo guhera *"ku kwizera gukorera mu rukundo"* akaja ku *"caremwe gisha"* (raba kandi **2 Kor 5:17**). *"Ukwizera gukorera mu rukundo" n'"icaremwe gisha"* ni nk'impande zibiri zigize ikingorongoro kimwe: *"ukwizera gukorera mu rukundo"* guhishura ukuri gusha kw'abo turibo mw'isi n'ivyo turi vyo kw'isi; *"icaremwe gisha"* vyerekana ukuri gusha kw'ivyo n'abo turi bo muri Kristo. Twitwa *"ivyaremwe bisha"* kubera yuko dushobora kuba umwe muri Kristo igihe conyene habanje kubaho ukuvuka ubwa kabiri (**Yohana 3:3, 5, 7**). Ivyo ni vyo biduhindura abakristo. Igihe umuntu ahindukiriye Kristo, aca ahabwa umutima musha (**Ezek 36:26; 2 Kor 3:3**), ivyiyumviro vya Kristo (**1 Kor 2:16**), na Mpwemu wa Kristo (**Ezek 36:26; Yohana 14:17***).* Ibi ni vyo biha abakristo imigenderanire n'ubucuti n'Imana biciye muri Kristo (**Heb 4:16**; raba kandi **Heb 7:19**) kandi bigatuma babaho mu bundi buryo. Kubera Kristo ari muri twebwe kandi tukaba dufise umutima mushaivyiyumviro bisha, Mpwemu musha, uburangamutima bwiwe hamwe n'ivyo ashira imbere bikaba ari vyo bituranga kandi na twe akaba ari vyo dushira imbere. Akorera muri twebwe kandi agacisha muri twebwe kugira ngo aduhindure duse na we ubwiwe (**Rom 8:29; Flp 2:12-13**). Gukizwa no kwimatanya na Kristo bica bireme ikibano gisha, abantu bashasha (**Yohana 3:3; Rom 6:4; 2 Kor 5:17; Gal 6:15**); abizera bashizwe mu muryango w'Imana nk'abana bayo (**Yohana 1:12; Rom 8:14-17, 23; 9:4; Gal 3:26; 4:5-7; Ef 1:5; 2:19; 1 Yohana 3:1**) kandi bagaca bakundana nka bene Data (uburorero, **Mat 12:50; Ivyak 1:16; 6:3; 11:29; 12:17; 16:40; 18:18; 21:7, 17; Rom 14:10; 1 Tim 5:1-2**). Umunsi umwe, Kristo azogaruka maze ahindure isi yose n'ivyaremwe vyose; abakristo bazohabwa imibiri musha y'icubahiro kandi bazoragwa ijuru risha n'isi nsha (**Rom 8:18-23; 1 Kor 15:35-57; 2 Pet 3:3-13; Ivyah 21:1-11**). Muri Kristo turi, kanatsinda, *"ivyaremwe bisha."* Nta rindi dini na rimwe mw'isi rishobora gukora ibi.

Ku **murongo wa 16** Pawulo avuga ati, *"Abazogendera kuri urwo rugezo, amahoro abe muri bo*

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

n'ikigongwe, no mu Bisirayeli b'Imana." "Icagezwe" avugako ni ukwizera n'ukwizigira Kristo wenyene uwo tugenderamwo *"tugendeshwa na Mpwemu."* Yesu yasezeranye ati, *"Amahoro ndayabasigaranye, amahoro yanje ndayabagabiye. Jewe simbagabira nk'uko ab'isi bagaba."* (**Yohana 14:27**). Pawulo vyongeye asenga avuga ati *"amahoro n'imbabzi bibe kuri mwebwe."* Dukwiriye kumenya yuko ishengero rizoba mu mahoro n'imbabazi igihe conyene tugendeye muri iri tegeko; amahoro n'imbabazi ntibishoboka igihe twirengagije ico cagezwe, iryo tegeko.

Pawulo rero aca abandanya avuga ati *"no ku Bisirayeli b'Imana."* Ayo majambo "*Abisirayeli b'Imana*" ni iyindi ndangurakintu *"y'irema risha"* (**umurongo wa 15**) kandi *"n'abo bagendeshwa n'iki cagezwe"* (**umurongo wa 16**). Mu yandi majambo, Pawulo ariko aravuga kw'ishengero—bose abizera b'Abayuda n'abizera b'Abanyamahanga bafatanirijwe hamwe n'ukwizera. Ikimuraje ishinga ahanini muri ico cete cose cari ubumwe bw'ishengero (raba **Gal 3:28**) ari rwo ruvyaro rw'ukuri rwa Aburahamu (**Gal 3:29**). Kubw'ivyo, nta kintu na kimwe kiriho twoshingirako kugira ngo tuvuge ko Pawulo ubu avuye ku ciyumviro yariko akimukira ku ciyumviro c'igihugu canke ihanga rya Isirayeli yonyene canke Abakristo b'Abayuda gusa (raba Beale 1999b: 204-33; Köstenberger 2001: 3-24; Longenecker 1990: 298-99; Robertson 2000: 38-46).[26] Bernard Ramm abipfunyapfunya gurtya, "Nimba iyo mvugo yasigura abantu b'Abayuda, canke mbere abakristo b'Abayuda yoba yariko arivuguruza, yihindukiza mu vyo yaja yavuze. Abantu b'ukuri b'Imana si ab'idini y'Abayuda bipfuza gukeba abababahindukiriye, ariko ni abo bishimira umusaraba wa Kristo kandi bakaba ivyaremwe bisha muri Kristo. Ikindi, amahoro n'imbabazi bivugwa muri iki gisomwa hafatiwe *kuri iki cagezwe* bisabirwa abo bose bagendeshwa na Mpwemu, bagendeshwa n'ico cagezwe (kandi nk'uko uburyo amajambo y'Ikigiriki abangabanganye nayo yubatswe) ku Bisirayeli b'Imana. Ntidushobora guhunga yuko *Abisirayeli b'Imana* bisigura abantu b'Imana b'ukuri (mu buryo bunyuranye n'Idini ry'Abayuda) birata umusaraba kandi bagaharura ukuvuka ubwa kabiri nk'igikorwa c'Imana c'ugukiza atari ugukebwa." (Ramm 1970: 263-64)[27]

Pawulo aheraheza icete ciwe ku **murongo wa 18** yita abasoma ivyo yanditse "bene Data" kandi akabasengera "ubuntu" bw'Umwami wacu Yesu Kristo ko bwoba kuri bo. ibi birafatanye, kuko yari yamye yerekana yuko ubutumwa bwiza bwonyene bw'ukuri ari bwo budushira hamwe nka bene Data hatabanje kurabwa iyo abantu baje bava, ivyo ni vyo ahubwo bidutandukanya bigatuma twirema ibice. Atanguza icete ciwe n' "ubuntu" (**Gal 1:3**), kandi ico cete cose cagumye cerekana akamaro, nkenerwa hamwe n'uko ubuntu ari nkoramutima. Ni co gituma, ukugene aheza ico cete vyategerezwa kutwibutsa yuko kuva mu ntango gushika kw'iherezo, ubugingo bwacu bushingiye kandi butegerezwa kugaragaza *"ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo."*

IBIBAZO VYO GUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ni imigenzo iyihe y'inyuma amashengero yacu afise ataco isa isana n'ivy'Imana? None uruhara rwiza rw'imigenzo y'inyuma ni uruhe?

2. Bisigura iki ko "isi yambereye ikibambwe kandi nan je nayibereye ikibambwe"? Mwibaza yuko mu vy'ukuri ibi bishoboka mu buryo bugaragara ku bantu benshi biyita abakristo? Nimba atari ko biri, hokorwa iki kugira ngo ivyo bishoboke, bibe ukuri?

3. Bisigura iki kuba "icaremwe gisha"?

4. Pawulo yasenze, yasavye "amahoro n'imbabazi" ko vyoba kuri abo "bagendera muri ico cagezwe" (mu yandi majambo, bafise ukwizera kandi bakizigira Kristo wenyene uwo *"tugendesherezwamwo na Mpwemu"*). Mwibaza yuko abakristo benshi bagira amahoro, kandi ko kenshi baharanira amahoro, babanguranya, kandi ko kenshi berekana imbabazi? Nimba atari uko biri, ni kubera iki? Inimba atari uko biri, twokora iki kugira ngo tubafashe babe abantu b'amahoro n'imbabazi?

[26] Mbere no mu ndongoramvugo, ijambo ry'Ikigiriki *kai*, kenshi na kenshi risigurwa "na" (nk'uko biri ngaha) rishobora kugira insiguro ya "mbere," canke "ahanini," canke "ni ukuvuga" nimba igifatiweko ari co kivyerekana, nk'uko iryo jambo ribikora ngaha; raba nk'akarorero **Yohana 1:16; 1 Kor 3:5; 8:12; 15:38** (Swavely 2015: nticashizwe ahabona; LaRondelle 1983: 108).

[27] Menn 2009-2018: 49-59 yarabivuzeko mw'ido n'ido ukugene ishengero ari Isirayeli nshasha y'ukuri yo muri Mpwemu.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Anselm of Canterbury. 1903. *Cur Deus Homo.* Translated by Sidney Norton Deane. Chicago: Open Court. Online: http://www.ccel.org/ccel/anselm/basic_works.i.html.

Bauckham, Richard. 1978. "The Sonship of the Historical Yesu in Kristoology." *Scottish Journal of Theology* 31: 245-60.

Beale, G. K. 1999a. *The Book of Revelation* (NIGTC). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

_____. 1999b. "Peace and Mercy Upon the Israel of God: The Old Testament Background of Galatians 6, 16b." *Biblica* 80: 204-33. Online: https://www.bsw.org/biblica/vol-80-1999/peace-and-mercy-upon-the-israel-of-god-the-old-testament-background-of-galatians-6-16b/320/.

Belleville, Linda. 1986. "'Under Law': Structural Analysis and the Pauline Conception of Law in Galatians 3:21–4:11." *Journal for the Study of the New Testament* 26: 53-78.

Bonhoeffer, Dietrich. 1997. *Letters and Papers from Prison,* enlarged edition. Edited by Eberhard Bethge. New York: Touchstone.

Bordow, Todd. 2018. "Not Under the Law – Galatians 3." Online: http://kingdomkompilations.com/sermons/not-under-the-law-galatians-3/.

Burdick, Donald. 1981. "James." In *The Expositor's Bible Commentary,* ed. Frank Gaebelein, 159-205. Grand Rapids: Zondervan.

Carson, D. A., and Douglas Moo. 2005. *An Introduction to the New Testament.* Grand Rapids: Zondervan.

Crabtree, Jack. 2001. "The Tao of Faith: A Reconsideration of Taoist Evangelicalism." Online: https://gutenberg.edu/2001/02/the-tao-of-faith/.

Danker, Frederick, ed. 2000. *A Greek-English Lexicon of the New Testament and Other Early Christian Literature*. Chicago: The University of Chicago Press.

Demarest, Bruce. 1997. *The Cross and Salvation.* Wheaton, IL: Crossway. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=1433519577.

Garlington, Don. 1997. "Role Reversal and Paul's Use of Scripture in Galatians 3.10-13." *Journal for the Study of the New Testament* 65: 85-121.

Goldsworthy, Graeme. 2000. *Preaching the Whole Bible as Christian Scripture.* Grand Rapids, MI: Eerdmans. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0802847307.

Irons, Lee. 2002. "Married to Another." Online: https://www.csmedia1.com/cpcnewhaven.org/married-to-another.pdf.

Keller, Timothy. 2008. *The Reason for God: Belief in an Age of Skepticism.* New York: Dutton. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0525950494.

_____. Not dated. "The Gospel—Key to Change." Online: https://www.cru.org/content/dam/cru/legacy/2013/01/Gospel_KeytoChange_TimKeller.pdf.

Kistemaker, Simon. 2000. "The Temple in the Apocalypse." *Journal of the Evangelical Theological Society* 43: 433-41. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/43/43-3/43-3-pp433-441_JETS.pdf.

Köstenberger, Andreas. 2001. "The Identity of the Israel of God in Galatians 6:16." *Faith & Mission* 19: 3-24. Online: http://www.mountain-retreat.org/archives/galatians_6.pdf.

Ladd, George Eldon. 1959. *The Gospel of the Kingdom.* Grand Rapids: Eerdmans.

LaRondelle, Hans. 1983. *The Israel of God in Prophecy: Principles of Prophetic Interpretation.* Berrien Springs, MI: Andrews University Press.

Lewis, Dhati. 2015. "The Church Is Not Like A Family." Online: http://www.vergenetwork.org/2017/03/14/the-church-is-not-like-family/?inf_contact_key=563a07f48051945f93bdc050b4bbef102519cd85d688856b793a9898205d2ff9.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

Longenecker, Richard. 1990. *Galatians* (WBC 41). Nashville: Thomas Nelson.

Lusk, Rich. 2003. The Galatian Heresy: Why We Need To Get It Right," *Theologia.* Online: http://hornes.org/theologia/rich-lusk/getting-the-galatian-heresy-right.

Luther, Martin. 1535. *A Commentary on St. Paul's Epistle to the Galatians.* Translated and abridged by Theodore Graebner. Online: http://www.ccel.org/ccel/luther/galatians.i.html.

Luther, Martin. 1979. *Commentary on Galatians.* Grand Rapids: Kregel.

Marshall, I. Howard, StEfen Travis, and Ian Paul. 2002. *Exploring the New Testament: A Guide to the Letters and Revelation.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

McClelland, Scott. 1989. "Galatians." In *Evangelical Commentary on the Bible,* ed. Walter Elwell, 998-1019. Grand Rapids: Baker.

Menn, Jonathan. 2007-2017. *Forgiveness and Reconciliation.* Online: http://www.eclea.net/courses.html#forgive.

_____. 2009-2018. *Biblical Theology*. Online: http://www.eclea.net/courses.html#theology.

_____. 2010-2017. *Biblical Eschatology.* Online: http://www.eclea.net/courses.html#eschatology.

_____. 2015-2020. Christianity *and Islam: The Essentials.* Online: http://www.eclea.net/courses.html#islam.

_____. 2017. *The Church: Its Nature, Mission, and Purpose.* Online: http://www.eclea.net/courses.html#church.

_____. Not dated. Gen 15:1-18-"The Greatest Prophecy in the Bible." Online: http://www.eclea.net/sermons.html#ot.

Mikolaski, Samuel. 1970. "Galatians." In *The New Bible Commentary: Revised,* 3rd ed., ed. D. Guthrie and J. A. Motyer, 1089-11104. Carmel, NY: Guideposts.

Moo, Douglas. 1984. "Jesus and the Authority of the Mosaic Law." *Journal for the Study of the New Testament* 20: 3-49. Online: www.djmoo.com/articles/Yesuandauthority.pdf.

_____. 1985. *James* (TNTC). Grand Rapids: Eerdmans.

_____. 1989. "James." In *Evangelical Commentary on the Bible,* ed. Walter Elwell, 1150-62. Grand Rapids: Baker.

_____. 1993. "The Law of Kristo is the Fulfillment of the Law of Moses: A Modified Lutheran View" In *The Law, the Gospel, and the Modern Kristoian: Five Views,* 319-76. Grand Rapids: Zondervan. Online: http://static.squarespace.com/static/537a4700e4b0cc86709d564c/t/538e0c5ce4b038079b6ca505/1401818204280/fulfillmentoflaw.pdf.

Ngewa, Samuel. 2006. "Galatians." In Africa Bible Commentary, ed. Tokunboh Adeyemo, 1413-24 (Nairobi: Word Alive).

Ngundu, Onesimus. 2006. "Revelation." In *Africa Bible Commentary,* ed. Tokunboh Adeyemo, 1543-79. Nairobi: WordAlive. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=031087128X.

Ouedraogo, Adama. 2006. "Prophets and Apostles." In *Africa Bible Commentary,* ed. Tokunboh Adeyemo, 1434. Nairobi, Kenya: WordAlive. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=031087128X.

Owen, Yohana. 1979. *Indwelling Sin in Believers.* Grand Rapids: Baker.

Piper, Yohana. 1981. "Let us Walk By the Spirit"—Gal 5:25. Online: https://www.desiringgod.org/messages/let-us-walk-by-the-spirit.

_____. 1983a. "Christ Redeemed Us From the Curse of the Law"—Gal 3:10-14. Online: https://www.desiringgod.org/messages/Kristo-redeemed-us-from-the-curse-of-the-law.

_____. 1983b. "For Freedom Christ Has Set Us Free"—Gal 5:1-5. Online: https://www.desiringgod.org/messages/for-freedom-Kristo-has-set-us-free.

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

_____. 1983c. “Freed to Love”—Gal 5:13-15. Online: https://www.desiringgod.org/messages/freed-to-love.

_____. 1983d. “The War Within: Flesh Versus Spirit”—Gal 5:16-18. Online: https://www.desiringgod.org/messages/the-war-within-flesh-versus-spirit.

_____. 1983e. “The Law of Christ: Bearing Each Other’s Burdens”—Gal 6:1-5. Online: https://www.desiringgod.org/messages/the-law-of-Kristo.

_____. 1983f. “Do Not Grow Weary in Well-Doing”—Gal 6:6-10. Online: https://www.desiringgod.org/messages/do-not-grow-weary-in-well-doing.

_____. 2009. *Finally Alive.* Geanies House, Fearn, Ross-shire, Scotland: Christian Focus.

Platt, David, and Tony Merida. 2014. *Exalting Christ in Galatians* (C-CEC). Nashville: Holman Reference).

Powlison, David. 1995. “Idols of the heart and ‘Vanity Fair.’” *Journal of Biblical Counseling* 13: 35-50. Online: http://docplayer.net/63071701-Idols-of-the-heart-and-vanity-fair.html.

Ramm, Bernard. 1970. *Protestant Biblical Interpretation: A Textbook of Hermeneutics,* 3rd ed. Grand rapids: Baker. Online: http://www.glasovipisma.pbf.rs/phocadownload/knjige/bernard%20ramm%20protestant%20biblical%20interpretation.pdf.

Riddlebarger, Kim. 1998a. “Baptized into Christ”—Gal 3:26–4:7. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 1998b. “The Law Does Not Nullify the Promise”—Gal 3:15-25. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 1998c. “What Has Happened to All Your Joy?—Gal 4:8-20. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 1998d. “It Is for Freedom”—Gal 5:1-6. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 1998e. “Live By the Spirit”—Gal 5:16-26. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 1998f. “A Man Reaps What He Sows”—Gal 6:1-10. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 1998g. “May I Never Boast”—Gal 6:11-18. Online: http://kimriddlebarger.squarespace.com/an-exposition-of-galatians/.

_____. 2003. “Does the Promise Come by Faith or Works?” Online: http://www.mountain-retreat.org/sermons/does-the-promise-come-by-faith-or-works.html.

_____. 2017. “No Other Gospel, Galatians 1:1-9.” *RPM* 20: n.p. Online: https://thirdmill.org/articles/kim_riddlebarger/kim_riddlebarger.Gal.01.html.

Robertson, O. Palmer. 2000. *The Israel of God: Yesterday, Today, and Tomorrow.* Phillipsburg, NJ: P&R.

Silva, Moisés. 2007. “Galatians.” In *Commentary on the New Testament Use of the Old Testament,* ed. Beale, G. K., and D. A. Carson, 785-812. Grand Rapids, MI: Baker Academic. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=1441210520.

Sproul, R. C. 2002. *Saved from What?* Wheaton, IL: Crossway. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=1433515911.

_____. 2019. “What Does ‘Simul Justus et Peccator’ Mean?” Online: https://www.ligonier.org/blog/simul-justus-et-peccator/.

Stott, Yohana. 1986. *The Cross of Christ.* Downers Grove: InterVarsity. Online:

Copyright © by Jonathan Menn 2020. All rights reserved.

https://korycapps.files.wordpress.com/2012/11/j-stott-cross-of-Kristo.pdf.

Swavely, Dave. 2015. "'The Israel of God' in Galatians 6:16. Online: http://www.thewaywithwords.net/2015/04/the-israel-of-god-in-galatians-616.html.

Westminster Confession of Faith. 1647. Online: https://www.ligonier.org/learn/articles/westminster-confession-faith/.

White, R. Fowler. 2000. "Agony, Irony, and Victory in Inaugurated Eschatology: Reflections on the Current Amillennial-Postmillennial Debate." *Westminster Theological Journal* 62: 161-76.

Williamson, Pawulo. 2007. *Sealed with an Oath: Covenant in God's Unfolding Purpose* (NSBT 23). Nottingham, England: Apollos. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0830826246.

Witherington, Ben. 1998. *Grace in Galatia.* Grand Rapids: Eerdmans.

Wright. N. T. 1996. *Yesu and the Victory of God.* Minneapolis, MN: Fortress. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=1451414978.

_____. 2000. "The Letter to the Galatians: Exegesis and Theology." In *Between Two Horizons: Spanning New Testament Studies and Systematic Theology,* ed. Joel Green and Max Turner, 205-36. Grand Rapids: Eerdmans. Online: https://ntwrightpage.com/2016/07/12/the-letter-to-the-galatians-exegesis-and-theology/.

Zodhiates, Spiros. 1993. *The Complete Word Study Dictionary: New Testament,* rev. ed. Chattanooga, TN: AMG.

UMWANDITSI

Jonathan Menn aba I Appleton, WI, muri Reta zunze ubumwe za Amerika. Yaronse urupapuro rw'umutsindo mu vyirwa vya Politike muri kaminuza yo muri Wisconsin-Madison, aheza afise amaonta menshi cane, mu mwaka wa 1974, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Phi Beta Kappa honor society. Hanyuma aronka ico bita J.D. kiva mw'ishuri y'amategeko y'I Kornell Law School, magna cum laude, mu mwaka wa 1977, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Coif legal honor society. Yamaze imyaka 28 ari umushingwamaza, nk'uwuserukira wa Reta, muri Chicago hanyuma ashinga ishirahamwe ryitwa Menn Law Firm muri Appleton, WI. Inyuma yaho yaciye akizwa aba intumwa, umwigishwa wa Yesu Kristo mu mwaka wa 1982. Yumva yipfuza kumenya vyinshi mu vyerekeye ijambo ry'Imana kandi no kugira ico akoze mu gikorwa c'Imana vyamutumye aja kunonosora amashuri y'ivyerekeye ijambo ry'Imana aho yaronse urupapuro ry'umutsindo muri nyigisho ndoramana muri kaminuza yo muri Trinity Evangelical Divinity School muri Deerfield, IL. Yaronse urwo rupapuro rw'umutsindo muri TEDS, summa cum laude, muri Rusama mu mwaka wa 2007. Hagati y'imyaka ya 2007-2013 yari umuyobozi w'ishirahamwe ryitwa Gushoboza abapasitori mw'isi yose. Ubu na ho Now Jonathan ni umuyobozi wo gushoboza abapasitori mu muryango wo muri Afirika y'Ubuseruko (**www.eclea.net**). Ibikorwa vyiwe vyinshi yanditse bikoreshwa mu gushoboza abapasitori mushobora kubisanga kuri uru rubuga ngurukanabumenyi **www.eclea.net**. Jonathan ashobora kuboneka aha hakurikira kuwoshaka kuvugana na we: **jonathanmenn@yahoo.com**.